Igikoresho gitanzwe kubw'akazi k'Imana - Ntikigurishwa

# Intambwe za Mbere

mu Gukurikira

# Yesu

- Inyigisho z'ubwigishwa ku bemera bashasha

Kirundi

Iki cigwa c'***Intambwe Za Mbere*** gifatwa nk'igikoresho kizofasha amashengero yigenga n'ayandi matomato ari mu bihugu vyo muri Africa yo hagati n'iy'ubuseruko.

Ivyiyumviro vyatanzwe vyashimikiye ku gutegera kwacu kw'ivyo ivyanditswe vyigisha. Twiyumvira ko ivyiyumviro vyacu bihuye n'inyigisho ngendegwako dusanga mu mashengero menshi; ariko turakeneye kuvuga ko tudashize hejuru canke gusobanura agace na kamwe kavuye mu nyigisho za teologiya canke insiguro amashengero yigisha kuvyo Bibiliya ivuga.

Twarashizemwo ivyanditswe vyinshi bivuye mw'ijambo ry'Imana (Bibiliya Yera) musi y'amajambo yavuganyweko yose mu cigwa no gusenga ngo Mpwemu Yera w'Imana azovuge ukuri n'ubushobozi mu bugingo bwawe biciye mu majambo yiwe kuko urondera ivyanditswe ukongera ugasoma n'ijwi rirenga iyo mirongo.

Turasenga ngo Imana izoguhe ubuntu bwuzuye kandi ngo uzoduharire nk'abanditsi, nitwaba twaranditse iciyumviro gitandukanye nivyo usanzwe wemera.

Nk'abanditsi twaranditse kandi twaragabuye iki cigwa ngo kikubere umugisha kandi kiguter' intege, kandi rero tuguhaye umwidegemvyo wo kwongereza canke guhindura ico ushaka cose, kugira ngo bikubere ivy'inyungu nyinshi hamwe n'abo muzosangira kugikoresha bose.

Aho ivyanditswe vyerekanywe muri kino cigwa, twakoresheje iyi Bibiliya yahinduwe ikurikira:

Kirundi – Bibiliya Yera mu Kirundi (1967)

**Turaguhaye uburenganzira bwacu ngo ugwize impapuro z'iki cigwa, uzigabure nk'uko wumva ko bibereye kandi ngo uzihindure mu rurimi rwawe kavukire. Ico tugusavye gusa ni kuturungikira impapuro z'ivyo wahinduye kugira ngo tubishire ku buhinga ngurukanabumenyi bwacu, kugira ngo abandi bungukire ku gikorwa cawe muri kazoza.**

Dusavye ngo urukundo rw'Imana rube mu bugingo bwawe………



## Intangamarara

Ku mwungere canke umurongozi w'umugwi:

Iki cigwa c'***Intambwe za Mbere*** canditswe nk'intangamarara y'ubukristo ku bizera bashasha.

Yesu yarabariye abahisemwo kumukurikira ati: *''Jewe nahawe ububasha bwose mw'ijuru no mw'isi. Nuko ni mugende, muhindure amahanga yose abigishwa, mubabatiza mw'izina rya Data wa twese n'iry'Umwana n'irya Mpwemu Yera; mubigishe kwitondera ivyo nabageze vyose. Umve, ndi kumwe namwe imisi yose, gushitsa ku muhero w'isi.''* **Matayo 28:18-20**

Hariho itandukaniro rinini hagati y'umuntu aja mw'ishengero buri musi w'Imana hamwe n'umwigishwa nyakuri anyotewe cane Imana.

Iki cigwa categuwe ngo kirongorwe n'umwungere canke umurongozi w'umugwi, ategerezwa kuba akomeye mu kwizera kwiwe, afise ugutegera kwa Bibiliya Yera na cane cane afise umutima wo kugira abantu abigishwa, abakurikira Kristo nyakuri.

Gifise intumbero zo guha abungere n'abarongozi b'imigwi ishimikiro rikomeye cane mu nyigisho z'abigishwa no kuzana inyigisho nziza mw'ishengero.

Icigwa kirimwo inyigisho 16 zitandukanye, icigwa kimwe kimwe kirimwo ivyanditswe vyinshi bitegerezwa kurondegwa no gusomegwa umugwi n'ijwi rirenga. Birimwo kandi ibibazo vyo kuvuganako, vyateguwe kugirango umugwi uvugane, wibaze kandi uvyiyumvirireko hamwe.

Ni isengesho ryacu ko kino cigwa coba ico kugutera intege wewe nyene mu gikorwa Imana yaguhaye hamwe n'abizera bashasha mw'ishengero ryawe banyotewe kwiga cane ivya Yesu.

Habwa imigisha muri Yesu

Mana Rostand, Julie Young & Martin Baskerville

Niwaba wasanze kino cigwa gifasha, ni kuki utodutera intege natwe.

Twandikire kuri e-mail hanyuma ureke tukwumvirize.

**YMG International - e-mail: YMGBurundi@aol.com**

(Shirako izina ryawe, Igisagara canke Umuji ubamwo, e-mail & nomero za telefone)

Canke duhamagare

**Telefone: +243 997796099**



=

## Ibirimwo

**Icigwa**

1. Icaha no gukizwa
2. Ibintu bishasha muri Kristo
3. Yesu niwe nzira yonyene
4. Ibatisimu y'amazi
5. Kuvugana n'Imana no kwiga kuyitazira
6. Kwumviriza ijwi ry'Imana
7. Ijambo ry'Imana
8. Imana imeze gute?
9. Imana imwe y'ukuri
10. Ishengero n'iki?
11. Imbere y'inyonga y'Imana
12. Imbabazi
13. Bwira abandi ivyerekeye Yesu
14. Intsinzi muri Kristo-Umwizero muri Kristo
15. Ubumwe muri Kristo
16. Ingabire za Mpwemu Yera

Amajambo yo kumenya:



=



Gutangaza Yesu!

Gukorana n'Ishengero!

Abanditsi: Mana Rostand & Julie Young



=

# Icigwa ca 1
# Icaha no Gukizwa rokoka

**Itanguriro**
Kaze mur'iki cigwa c' ***Intambwe za Mbere*** aho dushaka kugufasha gutegera neza ico kuba umukristu bisigura no kugufasha gukura mu vy'impwemu nk'umwigishwa (uwukurikira) wa Yesu Kristo.

Mu gitabu c'Itanguriro, igitabu ca mbere ca Bibiliya, turasoma amajambo y'Imana atwereka iremwa ry'isi, n'ivyo Imana yakoze vyose.

Imana yaremye umugabo n' umugore ba mbere, Adamu na Eva, baremwe mw'ishusho ryayo. Imana ibashira ahantu heza hari amahoro, hitwa Edeni. Imana yarakunda cane Adamu na Eva ibaha ubwoko bwose bw'ivyokurya bari bakeneye n'umwidegemvyo wo gutembera aho bashatse hose, kubaho atabwoba no mu mutekano ntangere, umunezero n'umwumvikano n'Imana.

Imana ibaha uruhusha rwo kurya ku bwoko bwose bw'imboga, ivyokurya n'ivyamwa bipfuza kurya.

Ariko ibabuza gusa kurya ivyamwa vy'igiti kimwe gusa mw'itongo; igiti kizwi nk' "*igiti co kumenya iciza n'ikibi"*. Imana ivuga ko mu gihe borya ivyamwa vy'ico giti vyobazanira ugupfa.

**Soma n'ijwi rirenga: Itanguriro 1:26-31, 2:8-9 & 2:15-17**

Mur'ibi vyanditswe dusangamwo ibi bikurikira:
1. Abantu (abagabo n'abagore) baremwe mw'ishusho ry'Imana.
2. Adamu na Eva bari bafise ahantu heza cane ho kuba, hatari ikintu na kimwe cobabuza amahoro, indwara, canke ubwoba. Bari bafise umwidegemvyo ntagere, ariko bari bafise akantu kamwe kandi gatoya kabujijwe, kutarya ivyamwa vy'igiti kimwe gusa.

### Abavyeyi bacu ba mbere baguye mu caha

**Soma n'ijwi rirenga: Itanguriro 3:1-6**

Umusi umwe Satani (umumalayika mubi) ashika muri Edeni yihinduye mw'ishusho y'inzoka. Satani ahenda Adamu na Eva, ababwira ko mu gihe borya ku vyamwa vy'igiti Imana yababujije kurya, batopfa, ariko bazoca baba nk'Imana.
Adamu na Eva bakoze ikosa rihambaye mu kwumviriza Satani no kwemera ivyiwe. Birababaje kuko batoranije kwumvira Satani aho kwumvira Imana.

Kubw'ukutumvira Imana Adamu na Eva bazanye icaha ca mbere mw'isi.

Imana yabandanije kugirira urukundo rwinshi Adamu na Eva, ariko kubw'ukutumvira kwabo barirukanywe mw'itongo rya Edeni bongera batakaza ubucuti bari bafitaniye n'Imana. Isi yabo nziza iba isambuwe n'icaha.

Guhera ico gihe abantu bategerezwa kurindira ko Imana izana umuti w'ingorane z'icaha cabo.

**Soma n'ijwi rirenga: Itanguriro 3:14-15** Imana yaremeye kurungikira Umukiza abantu yaremye.
Muri uwo muryango wa Adamu na Eva hazovamwo uwo Imana yemeye ko



=

azokomeretsa umugeragezi mubi, Satani, musi y'ikirenge ciwe. Iryo sezerano ryabaye nyakuri igihe Yesu yaza; kandi ryanditswe mw'Isezerano Risha.

**Twese turi abanyavyaha**

Uno musi tubaye mw'isi igizwe cane n'inkurikizi z'ivyaha; ivyaha vyakozwe n'abagabo n'abagore haraciye imyaka ibihumbi.

Icaha c'inkomoko ca Adamu na Eva cabandanije gukura cane mu runganwe rw'abantu. Abantu baracatandukanye n'Imana hamwe n'isi, birababaje, kw'isi itandukanye cane n'iparadizo Imana yahaye Adamu na Eva.

Ingorane, imibabaro n'imiborogo tubamwo mur'iyi si ya none n'inkurikizi nyakuri z'icaha ca mbere ca Adamu na Eva. Uguhitamwo kwabo kubi kwatumye batandukana n'Imana. Ninako nyene, uguhitamwo kwacu kubi hamwe n'ivyaha arivyo bituma dutandukana n'Imana kandi bikazana ibintu bibi mu bugingo bwacu.

**Ikibazo: Uramaze guhura n'umuntu atarigera akora ikintu kibi mu buzima bwiwe bwose?**

N'ukuri ntawe! Umuntu wese arafise ibintu bibi mu bugingo bwiwe, kandi umuntu wese yarahisemwo nabi.

**Soma n'ijwi rirenga: Abaroma 3:23** Mu gihe ducumuye tuzana isambuka mu bugingo bwacu.

**Ibikurikira ni uturorero tw'inkurikizi z'icaha twama dukunda kubona cane aho tubaye: - Ikinyoma, ugusahura, ubusuma, itoteza -Gusenga ibigigwamana canke imizimu. -Gufata umuryango wawe nabi; gukubita umugore wawe canke abana ata mpamvu. -Ukwahukana kw'umugabo n'umugore,- Abana bavuka ku bakobwa bavyariye iwabo. -Ugukorora inda bikorwa kandi vyahawe uburenganzira mu bihugu bimwe bimwe.-Ubukozi bw'ikibi, gufata abagore canke abigeme ku nguvu, -guhuza ibitsina kw'ababisangiye n'ububegito,- Ubwicanyi n'ukutumvikana.-Abana bahinduka kuba abatagira uburaro bakibera mw'ibarabara kandi abantu ntibagire ico bakora ngo babafashe, -Kwicana, kunywa ibiyayura mutwe, akaboregwe,–ubwimanyi, ibiturire, intambara.**

Ivyo bintu bibi vyose (n'ibindi) bituma iy'isi ihinduka ikibanza kibi kandi kigoye kubako; izo rero n'inkurikizi mbi z'icaha.

**Icaha gitegerezwa guhanwa**

Satani arabandanya gushika n'uno musi guhenda abantu nkuko yabigize Adamu na Eva.

Birababaje, kuko benshi mu bantu kw'isi uno musi babandanya kwizera ububeshi bwiwe. Satani arahenda abantu mu kubabwira ko ari vyiza kubaho ata Mana no gukurikira ivyiyumviro n'ivyipfuzo vyabo. Ariko Bibiliya itubwira ko kubaho ata Mana ari ukwitandukanya n'Imana.

**Imigani 16:25** havuga ngo, *'' Harih'inzira umuntu yibwira kw'ari nziza, arikw'amaherezo yayo n'inzira ishikana mu rupfu."*

Mu gihe tubayeho ku bwacu, ntidushobora kumenya inama nziza Imana ifititiye ubugingo bwacu. Ukwikunda no gutandukana n'Imana kujana mw'isambuka no mu mibabaro y'abantu niy' ishirahamwe. Impera yavyo, abantu babaho mu bugingo butagira ukwizera, ubuzima bw'ukudahuza n'ukumva ko ur'ubusa, kure y'amahoro n'umunezero Imana yaguteguriye.

**Soma n'ijwi rirenga: Ezekiyeli 18:4** Urupfu n'impera y'ivyaha vyacu. Iyo mirongo iratubwira ko twiriha twebwe nyene n'inkurikizi mbi iyo ducumuye. Bibiliya kandi ivuga ko Imana yashizeho umusi abantu bose (abagabo n'abagore) bazocibwa imanza z'ivyaha vyabo— n'ububegito bwabo buzoboneka.

**Soma n'ijwi rirenga: Ivyakozwe n'intumwa 17:31**: *"Kuko Yashize umusi wo gucirakw'isi yose amateka y'ukuri, izoyacisha Umuntu Yatoranije, kandi yahaye bose ikimenyamenya c'ivyo, mu kumuzura imukuye mu bapfuye."*

Hari inkuru nziza, tubonamwo: Imana yashizeho inama y'ingene izodukiza, ikudukura mu caha no mu bushobozi bwaco buri kuri twebwe. Iyo nama yayo isigura kuduha ubugingo bwiza ubu no mu misi yose ya kazoza kacu.

## Inama Nziza y'Imana yo Kudukiza

Imana ifise inama. Yarabonye ko twari twaratandukanijwe nayo kubw'icaha. Yarabonye imibabaro yacu, ukudahuza kwacu, n'ugushaka kwiberaho mu nzira zacu gusa. Yatubonye mu buryo bubi bwo kubaho ica irungika umwana wayo Yesu ngo apfe ku bwacu.

**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 3:16**
Imana yaragukunze cane gushika aho yarungitse Yesu ngo apfe ku bwawe kugira ngo ntuzobabazwe n'impera y'icaha.

**Soma n'ijwi rirenga: Luka 23:32-24:9**
Yesu yapfiriye ku musaraba ngo arihe impera y'ivyaha vyacu no kutugarura ku Mana.

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Petero 2:24** Icaha cose twakoze caremetswe Yesu, yongera ababara mu kibanza cacu. Yesu yaradupfiriye, yongera arahambwa. Ariko haciye imisi itatu, Imana yaramuzuye mu bapfuye! Ubu ni muzima kandi ntazokwigera apfa ukundi! **Ubu butumwa bwitwa ubutumwa bwiza, canke inkuru nziza.**

Imana iradukunda kandi ntishaka ko twobabazwa n'igihano kidashira; turi kure yaho iri. Nico gituma yashizeho inzira kugira ngo ivyaha vyacu birihwe ubutacibukwa -Yesu kristo yapfiriye ku musaraba nk'ikimazi nyaco c'ivyaha vyacu.
Yesu yabayeho ubugingo butagir' icaha kandi yategerezwa kubikora uko. Amaraso yiwe yasheshwe nk'ikimazi, ngo aturokore mu nkurikizi mbi z'icaha no kuja muri gehonomu nk'igihano c'ivyaha vyacu.
Ni mu nzira y'ukwihana no gushira ukwemera kwacu muri kristo dushobora kuronka uguharigwa n'Imana no kuronka ubugingo busha kandi budashira.

## Ni Kuber'iki iyi ari Inkuru Nziza ?

Iyi ni inkuru nziza kuk'ubu Imana ishobora kuduharira ivyaha vyacu!

Yarungitse Yesu ngo apfe mu kibanza cacu.

Nitwaba twicuza ivyaha vyacu, no guheba ivyaha vyacu (kwihana), dushobora gusaba Yesu ngo aduharire! Kubera ko Yesu yababariye ku musaraba mu kibanza cacu, ntituzobabara canke ngo dupfe kubera ivyaha vyacu! Ariko dutegerezwa kwemera ivyo Yesu yakoze, no kwemezanya n'Imana ko turi abanyavyaha.

**Soma n'ijwi rirenga: Abaroma 6:23.** Ivyaha vyacu biraturega imbere y'Imana; ariko Imana ishaka kuduharira no kuduha impembo y'ubugingo bwayo.



=

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Yohana 5:11-12** Mu gihe usavye Yesu ngo aguharire yongere aze mu mutima wawe, uronka ubugingo bw'Imana muri wewe.

**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 10:10** Yesu yaje kuduha ubugingo bwuzuye kandi busagutse!

Ntidutegerezwa kuriha ubwo bugingo bushasha Imana itanga. N'impera iva ku Mana biciye mu kwizera Yesu Kristo. Ntidushobora kuyikorera. Ntidushobora kuyitangira ikimazi. Dushobora gusa kwemeranya n'Imana ko turi abanyavyaha kandi ko dukeneye umuntu wo kuturokora.

Uyo muntu adukiza ni Yesu.

**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 1:12.** Mu gihe twakiriye Yesu mu mitima no mu bugingo bwacu duca tuba ingingo z'umuryango w'Imana – abahungu n'abakobwa!

Bibiliya iravuga kandi iti: **Soma n'ijwi rirenga: Ab'i Kolosayi 1:13-15** Twakuwe mu mwijima tuzanwa mu kurindwa na Yesu.

Mu gihe umaze kuba mur'ivyo bintu, Bibiliya ivyita gukizwa.

**Warakijijwe na Yesu?**

### Ukwo Gukizwa Gukoreka Gute ?

Niwaba waramaze kubwira Yesu ngo yinjire mu bugingo bwawe, aho niho ushobora kuronka umwidegemvyo utandukanye n'ukwicuza hamwe n'igihano kizanwa n'icaha. Mur'uyu mwanya urafise Yesu yazutse aba muri wewe ngo akurongore, agukunde, agufashe, yongere abane nawe imisi yose.

**Umwungere/Umurongozi:** Mu mugwi wanyu hari umuntu atarakira Yesu?

Ubu n'umwanya wo kubabaza niba bamaze gucagura kwakira Yesu.

Urashobora kuvuga:*"Niwaba utarigera ubwira Yesu ngo aguharire ivyaha vyawe ngo uronke ubugingo budashira, urashobora kuvuga iri sengesho ubu nyene:* ***Mwami Yesu, Ndizera ko uri Umwana w'Imana. Ndizera ko wapfiriye ku musaraba kubwanje, kandi ko wazutse mu bapfuye. Ndagutakambiye ngo umparire ivyaha vyanje vyose. Nyoza. Mpa umwidegemvyo. Nduguruye umuryango w'umutima wanje ndagusaba ngo uwinjiremwo. Mfasha kubana nawe imisi yose. Urakoze, Yesu ko undokoye. Amen***

**Impfunyapfunyo -** Tumaze kwiga ko:

1. Mu gihe dusavye Yesu ngo aduharire ivyaha vyacu, turashora guharirwa, kuko Yesu yatanze igiciro co gukura ivyaha.
2. Mu gihe twakiriye Yesu nk'Umukiza wacu, turonka ubugingo busha kandi busagutse. Yesu We nyene aza kuba muri twebwe.
3. Twarakuwe mu mwijima kandi ubu twibera mu bwami bwa Yesu.
4. Ubu turi abahungu n'abakobwa b'Imana yo yaremye isi n'ibiyirimwo vyose.

# Ibibazo

**Umwungere /Umurongozi**, baze ibi bibazo kandi areke umugwi ubivuganeko:

1. Uno musi wize iki kuvyerekeye icaha?
2. N'iki wize kuvyerekeye ugukizwa?
3. Ninde ushobora kubwira iyi Nkuru Nziza?



=

## Icigwa ca 2
## Ibintu Bishasha muri Kristo

Twize ko mu gihe dusavye Yesu ngo aduharire ivyaha vyacu, Aca aza kuba muri twebwe. Twaramuhaye ubugingo bwacu. Aba muri twebwe n'ubugingo bushasha, muri Mpwemu Yera Wiwe.

Ariko ubwo bugingo bushasha aduha ni ubuhe?

**Soma n'ijwi rirenga: 2 Ab'I Korinto 5:17**

Dutangura ubugingo bushasha mu gihe twitanze kwa Yesu.

Imbere y'uko tumenya Kristo, twarakoze ibijana mu caha. Twabayeho mu muzimagiza w'impwemu. Ariko ubu turafise umuco w'Imana muri twebwe.

Imana ivuga ko yahanaguye ivyaha vyacu. Ubugingo bwacu butegerezwa gutangura bushasha. Ubugingo bwacu ubu buratandukanye n'ubugingo bwa kera. Twari bande, twari twakoze iki, vyose vyahindutse bishasha muri Kristo. Ubu rero turashobora gutera intambwe no kubaho dufise umuhezagiro w'Imana.

**Ni ibihe bintu bimwe bishasha Imana yaduhaye nk'abizera bashasha?**

### Ubu rero turi ingingo z'Umuryango w'Imana

**Soma n'ijwi rirenga: Abaroma 8:15**
Twaremewe mu muryango w'Imana. Niwe Data wa twese.

Nk'umukristo mushasha, twafashe ingingo yo gukurikira Yesu. Twahindutse ingingo z'umuryango w'Imana, kandi idusezeranira kutuzigama neza. Izodufata neza. Izoturongora mu bwitonzi. Abandi bantu mw'ishengero barahindutse basaza bacu na bashiki bacu, ba data bacu na ba mama bacu.

**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 13:34-35.** Yesu yaratubwiye ngo dukundane. Dutegerezwa gufashanya. Dufatane neza kuko turi umuryango w'Imana kur'iy'isi.

### Imana yaraduhaye amahoro

Nk'abizera Yesu turaronka amahoro mu mitima yacu. Imana ntishavura kubera ivyaha vyacu, kuko vyamaze guharigwa, vyarishuwe.

**Soma n'ijwi rirenga: Abaroma 5:1**

Dushingigwa intahe, dutangarizwa ko tutakiri abagendera mu caha, kandi ubu dufise imigenderanire myiza n'Imana—ivyo vyose ni kubera ivyo Yesu yakoreye ku musaraba). Kumenya ukwo kuri bituzanira amahoro.

**Soma n'ijwi rirenga: 2 Ab'I Tesalonike 3:16** Amahoro ava ku Mana yonyene. Kuko ubu Imana isangira natwe ubugingo bwayo, irashobora kuduha amahoro naho tuba turi mu ngorane canke mu mibabaro.

### Turavugana n'Imana

**Soma n'ijwi rirenga: Yeremiya 29:12**
Imana ishaka ko tuyisaba. Gusenga n'ukuvugana n'Imana.

Turashobora gusenga mu gacerere dusengera mu bwenge bwacu, canke n'ijwi

rirenga. Turashobora gusenga Imana turi twenyene, canke turi kumwe n'abandi benshi, canke mu mugwi munini. Imana irakunda kutwumva turiko turavugana nayo.

**Soma n'ijwi rirenga: Matayo 7:7**
Imana iradutumirira kuyisaba ivyo dukeneye mu bugingo bwacu.
Ubu ko turi abayo, Nayo ni Data Mwiza. Turashobora kuyisaba ivyo dukeneye vyose. Turashobora kubwira Imana ivyerekeye ikintu cose twiyumvira. Turashobora kuyibwira uko twiyumva. Naho vyoba ari ibikomeye: naho twoba turi twenyene twumviriza, turashobora kumva ingene Ivugana natwe! Iravugira no mw'isoko ry'imitima yacu. Aho yashize Mpwemu Yera wiwe.

**Soma n'ijwi rirenga: Matayo 11:28-30**
Yesu aratubwira kuza iwe tuzanye imitwaro yacu. Azoduha uburuhukiro bw'imitima yacu.
Mu gihe dufise ingorane, turashobora gusenga ubwo nyene tukumva Mpwemu w'Imana muri twebwe aduha ubwitonzi n'impanuro. Ijambo ry'Imana, Bibiliya, irafise inyishu nyinshi ku ngorane n'ibibazo vyacu.

## Mu gihe ducumuye

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Yohana 1:9**
Dutegerezwa kwihana ibibi vyose twakoze ningoga, duseng'Imana. Yesu azoca aduhanagura ivyo vyaha. Mur'ubwo bugingo bushasha, turashobora kunyerera rimwe rimwe tukagwa mu caha. Turashobora gukora ikintu tuzi ko ari kibi. Turacariko turatangura ubugingo bushasha muri kristo, Imana nayo ikaduter'intege zo kuza iwayo no kuyisaba imbabazi. Kandi Iratugira abera. Uko ni nko kuba warogejwe imbere.

None ico si ikintu kidasanzwe Imana yari yaraduteguriye?

## Umuryango wawe urashobora gukizwa

Ubu twebwe ubwacu turazi neza Yesu. Ariko tujejwe ivyerekeye imiryango yacu— turashaka ko nabo bamenya Yesu! Turashaka ko abagenzi bacu n'ababanyi nabo bamenya Yesu!

**Soma: Matayo 7:7-8 na Ivyakozwe n'Intumwa 4:12.**
Imana yaraduhaye isezerano: kuko tuyubaha kandi tukayizera, imiryango yacu nayo kandi izoshobora kumenya Yesu. Iyi ni inkuru itangaje!

**Ivyo bikoreka gute?** Dushobora gusengera abo dukunda. Imana irumva amasengesho yacu kandi igatangura gukorera mu bugingo bw'abo bantu. Irakora kugira ngo ibazane gukizwa, bizere Yesu. Turashobora kubwira imiryango yacu, ivyerekeye ingene twahuye na Yesu, hamwe n'ivyo amaze kudukorera.
Ntiwihebure naho bobifata minenegwe, canke bagashavura. Ubushobozi bwa Yesu mu gukiza umuryango wawe buriko burakora kuko uri uwa Yesu.
Imana iragukunda cane. Irakunda kandi umuryango wawe. Gamburukira Yesu wongere wereke Imana ukuyubaha. Yesu ariko arakorera mu muryango wawe kugira ngo awuzanire agakiza.

## Kubohoka imbere y'impwemu mbi

Abantu benshi baratanga igishingantahe ku vyerekeye gutegwa n'impwemu

mbi (imiyaga mibi). Bibiliya iravuga ku vyerekeye iyo miyaga mibi, kandi yitwa amadayimoni. Mu gihe twegukira Yesu, ntidukenera gutinya amadayimoni .

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Yohana 4:4**
Imana ni nkuru cane kuruta ubushobozi bw'imiyaga mibi.

**Soma n'ijwi rirenga: Matayo 8:16**
Yesu yakoze igikorwa co gukura amadayimoni mu bantu yari yarakijije. Yesu kandi yarakijije indwara zose.

Ubutumwa bwiza bune (Inkuru za Yesu) buvuga ukuntu Yesu yirukanye kenshi amadayimoni. Yesu yaraherahejeje ubushobozi bw'imiyaga mibi kandi yaravyerekeye kenshi.

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Luka 10:1-9 na 16-19**
Yesu yarahaye ubushobozi abamwemera hejuru y'imiyaga mibi. Satani azwi ngaha nk'uko ari we mukuru w'amadayimoni yose.
Yesu yaraguhaye ubwo bushobozi bwiwe. Urashobora gutegeka imiyaga mibi ngo ije kure yawe. Nkuko uvuga ''mw'izina rya Yesu'' umuyaga mubi utegerezwa kukwumvira no guhunga.
Yesu aripfuza ko woronka intsinzi mu nzu iwawe. Mu muryango wawe no mu bugingo bwawe. We ni Imana kandi afise ubushobozi bwose ku bigigwamana n'impwemu mbi.

## Ufise intumbero nziza cane

Imana irafitiye intumbero nziza cane ubugingo bwawe.

Mu gihe ubaye umukristo utangura gutegera intumbero Imana ugufitiye.

**Ufise intumbero nki?** Nk'uko ukura muvyo kumenya Yesu, nk'uko utegera vyinshi, kandi nk'uko wumvira ijambo rya Yesu, uzoca utangura kubona intumbero Imana igufitiye. Nk'uko usenga, uzokwumva ijwi riva ku Mana rikwereka ico ishaka ku bugingo bwawe.

Inama y'Imana kuri wewe iratangaje kandi ni iyawe gusa.

Ntutinye gutangura gukora ivyo Imana ikubwira gukora. Niwumvira Yesu kenshi nawe ni kenshi azogufasha gutegera intumbero afise kuri wewe.

# Ibibazo

1. N'iki Yesu yakoreye ku musaraba ku bwacu?

2. Vuga inyungu imwe waronkeye muri Yesu kristo?

3. Uno musi wasengeye iki?

4. Mbega, Imana iramaze kwishura amwe mu masengesho yawe?

5. Vuga igihe nyakuri Yesu yaguhereye amahoro.

# Icigwa ca 3
# Yesu Niwe Nzira Yonyene

Hariho amadini menshi mur'iyi si hamwe n'ukwizera kwinshi. Amwe mur'ayo madini ni: isilamu, hindu, budisti, imigenzo y'abakera, gusenga imizimu n'ayandi menshi.
Ayo madini yose adusaba gukurikira inzira zayo. Uko kwizera kwose kurafise abigishwa bakwo.

Muri kino cigwa turaza kwiga ukuntu ari Yesu wenyene ashobora gukiza, guharira, no guha umuntu umwidegemvyo. Yesu niwe Nzira yonyene y'ukuri yo kumenya Imana. Twaravutse ubwa kabiri kandi twararonse ubugingo budashira buva kuri Yesu gusa . Ntidushobora kuronka ubugingo bw'Imana mu gukurikira idini canke umugenzo.

**Yesu n'Imana**

Ntawundi murongozi w'idini yitangajije ko ar'Imana. Yesu yapfuye ku bwacu yongera azuka mu bapfuye ngo abeho ibihe bidashira. Yesu niwe wenyene afise ubushobozi ku mpwemu mbi. Yesu yarabwiye abantu ngo bamukurikire kuko ar'Imana. Yesu yatubwiye ko ari We wenyene ashobora kwereka abantu Imana.

**Soma n'ijwi rirenga Yohana 14:6-7**

Abantu bashobora kuronka Imana biciye mu kuja kwa Yesu gusa.

**Yesu Niwe Nzira Yonyene Ijana ku Mana**

**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 14:6**

Yesu niwe nzira yonyene yo kumenya Imana.

Yesu niwe nzira ijana ku Mana. Yesu yaravuze ukuri ku vyerekeye Imana. Ikintu cose cerekeye Yesu ni ukuri kandi kitwereka ukuri ku vyerekeye Imana, ivyerekeye abantu, n'ivyerekeye isi yacu.

Gukurikira Yesu niyo nzira yonyene yo kuronka ubugingo bw'Imana.

**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 10:7-11**

Yesu niwe Mwungere mwiza. Araragira, akagaburira, akongera agakingira intama. Yesu yavuze ko ariwe muryango musa intama zironkeramwo ubugingo. Intama ntizikurikira umundi uwariwe wese, naho yovuga ko ari nde.

Iyo wakiriye Yesu, uca uba umwe wo mu ntama ziwe. Egoo!

Uwo n'umuhezagiro utangaje uva ku Mana! Ubu rero Imana izokwitaho.

**Soma n'ijwi rirenga: Abaroma 1:1- 4**

Mu kuzura Yesu mu bapfuye, Imana yerekanye ko Yesu ar'Umwana w'Imana.

Yesu si idini. Kumenya ko Yesu ari Umwami n'Umukiza wacu n'ubucuti.

Abandi bantu bashobora kwizera cane ivy'amadini basengamwo. Barashobora kuba inyankamugayo canke kuba abantu beza. Ariko Yesu atubwira ko ariwe nzira yonyene y'ukuri ijana ku Mana. Atari Yesu wenyene nta muntu n'umwe ashobora kumenya Imana vy'ukuri. Bidaciye kuri Yesu nta muntu n'umwe ashobora vy'ukuri kubabarigwa ivyaha vyiwe. Iyo ataba Yesu nta muntu n'umwe yorokotse igihano ca gehonomu.



=

## Ibikorwa Vyiza Ntibishobora Kutucungura

**Soma n'ijwi rirenga: Abanyefeso 2:8-9**
Kurokoka n'ingabire y'Imana kuri twebwe. Turonka iyo ngabire mu gihe twemeye Yesu nk'umukiza wacu. Ntitwaronse iyo ngabire y'urukiza kubera ibikorwa vyacu vyiza. Ntawushobora kwiyemeza ko yicunguye wenyene.

**Soma n'ijwi rirenga: Tito 3:5**
Ibikorwa vyacu vyiza ntivyaducunguye. Kugerageza kuba beza ntivyatuzaniye urukiza rw'Imana.) Imbambazi z'Imana zonyene nizo zatuzaniye urukiza. Ivyo bishoboka kuko Yesu yadupfiriye ku musaraba. Ntaco tuzokwigera dukora ciza ngo dukinge imibabaro yacu ituruka ku gihano ca gehonomu.

Ntibikunezereza ko wahaye Yesu ubugingo bwawe?

## Kuja mu rushengero ntibishobora kuducungura

Abantu bamwe bamwe bizera ko kuba umunyashengero bizoturokora. Abandi bakemera ko bafise urukiza kuko babatirijwe mu mazi.

Bibiliya ntiyigisha ivyo. Bibiliya itubwira ko gushira ukwemera kwacu kwose muri Yesu arivyo bidukiza.

**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 3:15-16**
Abizera Yesu bose barakijijwe. Abanka kwizera Yesu bazohanwa n'urubanza; ubu n'ibihe bidashira.

Kugenda mu rushengero ntibizoturokora, ariko Imana ishaka ko tuja mu rushengero.

## Ni kuki ishengero rifise akamaro?

**Soma n'ijwi rirenga: Abaheburayo 10:24**
Dushobora igihe cose gufata umwanya wo guhura n'abandi bizera ivyo vyoshobora kudutera intege.

Mu rushengero rwacu turakura mu bumenyi no mu kuronka ibidufasha mu ngorane zacu. Turakurikira ivyigwa bitugira abanyenkomezi n'abemera nyukuri Kristo.

Turafise ico dushobora gutanga mu rushengero: turatanga urukundo rwacu, uguter'intege kwacu abandi. Turatanga ibifasha abarongozi bacu n'abungere bacu.

## Ugusenga Imizimu n'Ubupfumu n'Ivyaha ku Mana

**Soma n'ijwi rirenga: Gusubira mu Vyagezwe 18:10-12**

Imana irapima kandi ikabuza iyo myimenyerezo.

Ivyo bikorwa biri musi y'umuvumo w'Imana. Nta kintu na kimwe bifise co gukora mu gukorera Imana nyakuri, Yesu Kristo.

Gukorana n'imizimu vyerekana ko tutizera Imana ngo idufate neza. Imizimu yose dukorera izogaruka kutugirira nabi kuko ari imuzimu koko, kandi ikorana na Satani. Iyo mizimu izopima kudukura mu nzira ya Yesu n'iya Bibiliya.



=

**Soma n'ijwi rirenga: Abalawi 20:6-8**
Niba tubandanya kuja ku bapfumu canke abavuzi ku vyerekeye ingorane zacu, Imana ivuga ko izotwiyobagiza no kudukura mu muryango wayo.
Iyo mirongo iratwereka neza ingene Imana yanka cane ubupfumu no gusenga imizimu. Imana ishaka ko tuba mu bugingo bw'umunezero, ubugingo busagutse.
Gukorana n'imizimu hamwe n'ubupfumu bizotugirira nabi twebwe n'imiryango yacu. Nico gituma Imana ivyanka. Iranka umuzimagiza uza mu bugingo bwacu iyo duhindutse abakorana n'impwemu mbi.

**Soma n'ijwi rirenga: Kuvayo 20:1- 6**
Imana idutegeka gusenga yo yonyene. Gusenga ibigigwamana n'impwemu mbi n'ugukora icaha gihambaye ku Mana.
Imana yipfuza ko tuba mu mihezagiro yayo, atari mw'ishavu ryayo. Gusenga ikigigwamana n'ugucumura ku Mana yonyene ubwayo.
Satani niwe murongozi w'impwemu mbi zose, canke amadayimoni.

**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 8:44**
Yesu yabariye abanyamadini batamwemeye. yarababwiye ko Satani ari se w'ikinyoma. Kandi Satani akorera mu bantu mu kubesha.
Satani abesha akoresheje impwemu. Niwaba warakoreye impwemu mbi, urakeneye kwitandukanywa nazo. Zizoguhenda. Zizokubwira ko ushora kuzikorera wongere ukorera Yesu.

**Soma n'ijwi rirenga: 2 Ab'I Korinto 11:14**
Satani n'amadayimoni yiwe barashobora bonyene kwihindura nk'abamalayika.)
Ntidushobora kwemera impwemu mbi zivugana natwe. Amajambo ya Bibiliya yonyene niyo ari amajambo y'ukuri. Dutegerezwa igihe cose gukurikira ivyo bibiliya itubwira. Kandi, mpwemu Yera w'Imana azovugana natwe mu mitima yacu. Azotwereka iciza n' ikibi.

**Soma n'ijwi rirenga: Matayo 6:24**
Ntawushobora gukorera abami babiri. Ntushobora kuba umukristo w'ukuri ugikorera impwemu mbi. Ntushobora gukoresha ubupfumu ngo wongere ukorere Yesu mu mwanya umwe.
Abapfumu bazokwinjiza impwemu mbi mu bugingo bwawe no mu muryango wawe. Impwemu mbi zizana umuzimagiza, ubwoba, n'imibabaro.
Mu ntango impwemu mbi zizoboneka nk'izifasha, ariko mu nyuma gato zizoguteza imibabaro. Izo mpwemu mbi zishaka kugutwara munsi y'ubushobozi bwazo. Yesu Kristo wenyene niwe ashobora gukura umuntu mu bushobozi bw'impwemu mbi.

**Ntidushobora gukorera ibigigwamana**

**Soma n'ijwi rirenga: Zekariya 10:2**
Abavugana n'impwemu mbi bakongera bagasenga ibigigwamana barahendwa. Imana ntibesha. Dutegerezwa kwumva Imana biciye mu majambo ya Bibiliya.

**Soma n'ijwi rirenga: Mariko 9:2-7**
Imana yavugiye mu gicu ibwira Petero, Yakobo na Yohana iti: ''Uyu n'umwana wanje nkunda cane ni mumwumvirize!''



=

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Ab'l Korinto 10:20-21**
Ibigigwamana bisengwa n'amadayimoni vy'ukuri. Ntidushobora kwitaba ubugingo bwa Kristo tugikora ibigorwa vy'amadayimoni.
Amadayimoni n'ubushobozi nyakuri inyuma y'ibigigwamana n'impwemu mbi. Duterezwa guhakana ivyo bintu no kwitandukanya navyo.

**Soma n'ijwi rirenga: Ivyakozwe n'Intumwa 19:18-19**
Abizera bashasha barasaba imbabazi kuko bakoreye ibigigwamana n'impwemu mbi. Baraturira ibikoresho vyose vy'ubupfumu bari barakoresheje.

Mu gihe Abanyefeso bahinduka abakristo, barasambuye ibikoresho vyose, ibitabu n'imiti y'ubupfumu yose bari barasenze no gukoresha. Ntibigeze basubira kwipfuza kugira ikintu na kimwe bakoze n'ivyo bikoresho kumwe n'impwemu mbi. Bari baronse Yesu ntabwo bari bakibikeneye. Baratahuye ko bari mu buja bw'ivyo bikoresho n'ivyo bitabu. Barabisambuye.

**Senga Ukugwe mu Bushobozi bw'ibigigwamana n'Impwemu mbi**
Ico nico dutegerezwa gukora nitwaba twarakoreshejwe canke twarasenze ibi bintu imbere y'uko twakira Yesu.

1. Ihane icaha cawe co gukorera ibigigwamana n'impwemu mbi. Saba umwungere/Umurongozi akurambikeko ibiganza hanyuma agusengere. Sengana nawe iri sengesho:

***"Mwami Yesu, urakoze ko wapfiriye ku musaraba ku bwanje, no gusesa amaraso yawe kubwanje. Urakoze ko winjiye mu bugingo bwanje no kumparira ivyaha vyanje. Ndihanye ko nakoranye n'impwemu mbi. Ndazi yuko ari icaha. Ndazi ko wanka cane ivyo bintu. Ndahakanye [vuga ibikogwa]. Ndahakanye Satani n'ivyo vyose yampfungishije. Ndirukanye Satani n'impwemi mbi zose z'amadayimoni zigeze kugira ikibanza mu bugingo bwanje. Twese hamwe turategetse izo mpwemu mbi, mw'izina rya Yesu, zisendwe. Nta kibanza zigifise mu bugingo bwanje ibihe vyose. Urakoze Yesu, kuko umboheye. Urakoze kuko unkuye mu migozi y'ubushobozi bwa Satani. Ndagusavye ngo unyuzuze Mpwemu Yera wawe. Ndakwihaye wese. Amen."***

2. Tegeka amadayimoni, mw'izina rya Yesu, kuva mu muryango wawe no mu nzu yawe. Uyabwire ntazokwigere agaruka.

3. Shimira Yesu kubw'ugutanga amaraso yiwe yose ku musaraba ku bwawe. Mushimire kuko yagukuye mu buja bw'icaha n'ubupfumu.

# Ibibazo:

1. Ikigwamana n'igiki? Tanga akororero.
2. Ni amadini angahe ashobora kudukiza?
3. Ninde dutegerezwa gusenga no gukurikira?
4. N'Ibihe bigigwamana biri mu muryango iwanyu?
5. Ni gute ugusenga impwemu mbi canke ibigigwamana vyakwononye, vyononye umuryango wawe, canke aho ubaye?
6. Ni gute umuntu ashobora kwitandukanya n'impwemu mbi?
7. Mbega turashobora gukorera amadini abiri canke ukwemera kubiri? Ni kuki?



=

# Icigwa ca 4
# Ibatisimu y'Amazi

**Impanuro ku mwungere/Umurongozi:**

Imbere yo kutangura iki cigwa, utegerezwa gutegura uko ibatisimu izogenda. Urashobora kandi kubwira abipfuza kubatizwa igihe n'aho ibatisimu izobera. Uyo ushobora kuba umwanya wo guhimbaza n'umunezero ku bizera bashasha.
Utegure neza wongere uhimbaze uwo musi w'agakura.

Wibuke ko ubatiriza abantu muri Kristo. Atari mu rushengero rwawe. Kuba umunyashengero n'intambwe nziza kuri bo. Ariko ntaho bihuriye n'ibatisimu y'amazi.
Kuba umunyashengero n'intambwe itandukanye bashobora gufata.
(Ivyo twabishize ahabona kugira ngo umuntu ntiyitiranye kwinjira mu rushengero no kuhinduka umukristo.)

**Intangamarara**

Warafashe ingingo yo kwemera Yesu Kristo mu bugingo bwawe nk'Umwami n'Umukiza wawe. Warize bimwe muvy'Imana yaguhaye. Warize kandi ukuntu Yesu ariwe nzira yonyene yo kumeny'Imana. Waratanguye ubugingo bushasha! Intambwe ikurikira utegerezwa gufata n'iyo kubatizwa mu mazi.

**Ibatisimu n'Itegerezo**

**Soma n'ijwi rirenga: Matayo 28:18-20; Mariko 16:15-16.**
Yesu yategetse abigishwa biwe [kubamukurikira] kubatizwa.
Iyi mirongo yerekana neza ko Yesu ashaka ko abamukurikira bose babatizwa mu mazi.

Yesu aratubwira Kandi ko ibatisimu itegerezwa gukorwa mw'izina rya Data, ry'Umwana n'irya Mpemu Yera.

Ibatisimu y'amazi n'ikintu Yesu ashaka ko umuntu wese amukurikira akora.

**Ibatisimu y'Amazi n'iki?**

Kuba warabatijwe bisigura kwinikwa mu mazi, canke kwinjizwa wese mu mazi.

Ibatisimu Bibliliya ivuga s'ugusuka amazi ku mutwe w'umuntu. Bibiliya yigisha ko ibatisimu ihabwa gusa barya bacaguye gukurikira Yesu.

**Soma n'ijwi rirenga: Abaroma 10:9-10.**
Umuntu amenyekanisha ukwizera kwiwe muri Kristo mu gihe yamwizeye mu mutima wiwe.

**Soma n'ijwi rirenga: Ivyakozwe n'Intumwa 8:35-38.**
Filipo umuvugabutumwa yabwiye iyo nkone yo muri Etiyopiya ivya Yesu. Iyo nkone yizera ijambo ryerekeye Yesu, hanyuma imusaba kubatizwa – kwinjizwa mu mazi no kuyakugwamwo. Ico cari ikimenyetso canke ikintu uwo muntu yemeye muri Yesu.

Uhereye mu gihe ca Yesu, abantu bamwizera barabatijwe. Ibatisimu y'amazi yerakana ukwibizwa kwawe wese mu mazi – mu ruzi canke mu mugende, mw'ibahari, mu kiyaga, canke mw'iriba ryimbwe mu rushengero. Umwungere



=

yibiza uwizera mu mazi. Umwungere akongera kandi kumwiburura n'ingoga mu mazi. Ico gikorwa cerekana ko ushaka gusa na Yesu. Bisigura ko utangaje imbere y'abantu ko utandukanye n'icaha mu gukurikira Yesu.

Ibatisimu yonyene ntiturokora. Turokoka mu gihe twakiriye Yesu. Ariko ibatisimu yereka uw'ariwe wese ko dushaka gukurikira Yesu no kubaho kubwiwe.

Waribijwe mu mazi ariko s'amazi ahindura, ariko n'ubushobozi bw'Imana biciye muri Mpwemu Yera wiwe akorera mu bugingo bwawe — ico nico kizana ihinduka.

**Amazi y'Ibatisimu n'Ikimenyetso**

Mu gihe tuje kuri Kristo turihana ivyaha vyacu. Yesu araduharira ivyaha vyacu, no kuduha ubugingo bushasha.

**Soma n'ijwi rirenga: Abaroma 6:3-8**
Yesu yapfiriye icaha. Dutegezwa gupfa kubw'icaha  n'ubushobozi bwaco kuri twebwe. Dushobora ivyo kubera ubushobozi bwa Yesu buri muri twebwe. Yesu yarazutse mu bapfuye, ntazigera asubira gupfa. Ubu natwe tuzukira ubugingo bushasha, kubaho mu bugingo burtyoroye kandi bushimisha Imana.

Ibatisimu yacu n'ikimenyetso c'ivyo Yesu yakoze kubwacu.

Yarababaye yongera arapfa, yarazitswe, hanyuma arazuka. Turibizwa mu mazi (ico n'ikimenyetso c'ingene Yesu yapfuye yongera arahambwa). Twiburuzwa mu mazi (ico n'ikimenyetso c'izuka rya Yesu mu bapfuye).

Ibatisimu yacu yerekana ko twapfuye ku caha no ku nzira zacu za kera zo kubaho. Tuzukira mu bushobozi bw'Imana mu kubaho mu bugingo bushasha. Ubu n'ubugingo bushimisha Imana, kubaho mu kwubaha amajambo ya Bibiliya.

Ubugingo bwacu burashobora rero kuba imigisha ku bantu batwegereye, imiryango yacu, nabo tubana. Mu kubatizwa kwacu, twereka abantu ko Yesu yadupfiriye yongera azuka ku bwacu.

**Soma n'ijwi rirenga:  1 Petero 2:24-25.**

Yesu yarapfuye kugira ngo dushobore kuba mu bugingo bw'abera ngo ntituzosubire kuba abanyavyaha. Ico nico Imana itwipfuriza.

**Soma n'ijwi rirenga: Abanyefeso 2:1-7**. Turashobora kuba mu bugingo bw'abera kandi bwiza hamwe n'imihezagiro myinshi y'Imana kuko:

1. Kristo yarapfuye yongera arazuka ku bwacu, kandi
2. Tuba mu bugingo muri Yesu kandi tubana n'ubushobozi bwiwe ngo buduhindure. )

Ibatisimu n'ikimenyetso c'ingingo n'icipfuzo co gupfa ku caha no kubaho mu bugingo bushasha Kristo yatuguriye ku musaraba.

Ubu ko ubushobozi bw'Imana buri muri twebwe, turashobora kwirinda icaha n'ikibi cose. Turafise ubushobozi bwo kuvuga "oya" ku caha mu gihe Satani yotugerageza.



=

## Ibatisimu y'Amazi ni Nkenegwa

Turasoma ivyerekeye abakristo b'ishengero rya mbere mu gitabo c'Ivyakozwe n'Intumwa mw'Isezerano Risha.
Abo ni abantu ba mbere bakiriye Yesu nk'Umwami n'Umukiza wabo.

**Soma n'ijwi rirenga: Ivyakozwe n'Intumwa 2:36-42**

Abantu bumviriza ubutumwa Petero yigisha. Barihanye ivyaha vyabo bongera bizera Yesu. Hanyuma Petero, umwungere w'ishengero, aravuga ko abo bantu bategerezwa kubatizwa.)

Mu gihe abantu bakiriye Yesu, bategerezwa kubatizwa mu gihe gito gishoboka.

Ibatisimu yari nkenegwa kuri Yesu, kandi birakenewe ko abizera bashasha babatizwa mu mazi.
Filipo yabatije ya nkone y'umunyaetiyopia ubwo nyene. Petero yavuze ko abakristo bashasha bategerezwa kubatizwa. Ntibarindira umwanya muremure. Urashobora kubwira umwungere wawe akubatize. We niwe ashobora kumenya igihe ivyo bishobora kubera.

Rimwe rimwe mu gihe c'ibatisimu, umuntu ariko arabatizwa arashobora kuvuga ingene Yesu yahinduye ubugingo bwiwe. Umuntu arashobora kuvuga ukuntu yari ameze imbere yuko yakira Yesu, n'ukuntu ubugingo bwiwe bumeze ubu amaze kumenya Yesu.

Iryo n'ijambo rito ritangwa imbere y'uko umwungere akubatiza.

Ivyo bitera intege abandi baje kuraba uko ibatisimu iba.

## Mbega waramaze kubatizwa?

Ni igikogwa cawe co kubwira umurongozi ngo akubatize.

Iyo itegerezwa kuba igingo yawe, hatarimwo guhatwa n'uwundi muntu. Kandi ntutegerezwa kubatizwa kubera ko ukurikira abandi gusa.

Batizwa kuko uri uwizera umwami Yesu Kristo kandi wipfuza kwumvira Yesu. N'umusi uhezagiye kandi umusi w'agakura iwawe iyo wabatijwe.

Amashengero amw'amwe abatiza abantu kuri uwo musi nyene bakiriye Yesu. Ayandi mashengero aratanga izindi nyigisho ku bakristo bashasha imbere y'uko babatizwa. Izo nzira zose ni nziza ariko tugutey'intege ngo ufate iyo ntambwe y'ukwemera mu mwanya muto ushoboka.

Umuntu wese yizera Yesu uhereye mu kinyejana ca mbere gushika uno musi yarabatirijwe mu mazi. Muri iyo nzira nyene ushobora kwifatanya n'ayo ma miliyoni y'abantu ufatiye kuri kahise k'aberekanye ukwemera kwabo nyakuri muri Yesu Kristo.

**Ntutinye**-Kubatizwa ni vyiza cane kandi n'ikintu co kunezereza. Ariko niwaba ufise ubwoba bwo kwibizwa mu mazi, bibarire umurongozi wawe.

Umusi w'ibatisimu n'umwanya w'ihimbaza mu muryango w'ishengero. N'umusi uzokwibuka mu bugingo bwawe bwose nk'itariki wakwirikiyeko Umwami Yesu, no kwubaha amajambo Yiwe. Imana ishimwe!



=

**Umwungere/Umurongozi** – Umaze gusoma kino cigwa no gutanga intererano yawe, baza kandi ko hariho uwipfuza kubatizwa. Wongere ubabwire itariki n'ikibanza bazobatirizwamwo.

## Ibibazo:

1. Ninde ashobora kubatizwa mu mazi?
2. Ni kuki kubatizwa bifise akamaro ku mukristo mushasha?
3. Niwaba warabatijwe, ivyo bisigura iki kubwawe?
4. Sigura igituma dushobora gutsinda icaha n'ikigeragezo mu gihe twabaye abakristo.





=

# Icigwa ca 5
# Kuvugana n'Imana no Kwiga Kuyitazira

**Intangamarara**
Muri iki cigwa twiga ivyerekeye isengesho hamwe no gutazir'Imana. Izo n'inzira zidufasha kuvugana na Yesu canke na Data wacu wo  mw'ijuru.

**Isengesho** n'ukuvugana n'Imana, no kwumviriza ico Imana itubwira.

**Gutazira** n'ikintu twaremewe gukora. Gutazira n'ikimenyetso c'urukundo n'ivyishimo dufitiye Imana.

## Yesu Yarasenga

**Soma n'ijwi rirenga: Luka 5:16 na Luka 6:12**
Yesu yasenze kenshi. Incuro nyinshi yaragenda mu kibanza ahantu yashobora kuba wenyene n'Imana.

Mu gihe usenga, genda mu kibanza gitekanye aho ushobora gufata akanya ko kuvugana na Yesu.

Ugende ahantu hatagira ibisamaza nk'abandi bantu, urwamo canke ibikorwa.

Nk'uko ahari ikiganiro hagati y'abantu babiri. Haba igihe cose umuntu umwe avuga n'uwundi yumviriza ibivuzwe.

Kubera Yesu, turashobora kuronka uburyo bubiri bwo kuvugana n'Imana Data wacu wo mw'ijuru. Iryo ryitwa isengesho.

Dutegerezwa kubwira Imana ivyipfuzo vyacu. Kandi dutegerezwa gufata umwanya wo kwumviriza ijwi ry'Imana niho dushobora kwumva inyishu z'amasengesho yacu. Kumva ijwi ry'Imana bisaba imyimenyerezo no kwiga kuba ku murongo mwiza, n'ubwenge bwacu bwerekeye igihe cose ku Mana, tudakebaguzwa.

**Mbega hoba hariho ibintu vyinshi wipfuza kuzovugana na Yesu?**

## Yesu yarigishije abigishwa biwe gusenga

**Soma n'ijwi rirenga: Matayo 6:5-13**
Yesu atwigisha ingene dutegerezwa gusenga, akongera akadutera intege zo gusenga. Imana iradukunda cane kandi irazi kuva mbere ivyo dukeneye, ariko iturarika kuvugana nayo.

Mu gihe dusenga n'umwanya kandi ni igihe tuza imbere y'Imana mu kuyirondera no gushaka uburongozi bwayo  mu bugingo bwacu. Ni mur'ico gihe nyene dushobora gusanzaza imitima yacu, tukerekana ivyizigiro vyacu n'ivyipfuzo vyacu. Turashobora gusemerera tuyibwira ivyo dukeneye, canke tuyisaba imbabazi.

Turashobora kuyisaba ngo iturongore yongere idufashe mu vyo dukeneye vya buri musi.

**Uturorero tw'isengesho:** 1 Samuel 1:9-11 na 26-27 (Hana yasenze asaba umwana w'umuhungu aca aronka umwana w'umuhungu avuye ku Mana.) Ivyakozwe n'Intumwa 10:9 (Petero yarafata kenshi umwanya wo gusenga).

Daniyeli 6:10 (Daniyeli yarasenze mu gihe yar'afise ingorane zimwerekeye hamwe n'abandi).

**Soma n'ijwi rirenga: Ab'I Filipi 4:6-7**
Imana ishaka ko tuyibarira ivyo dukeneye mu masengesho.
Nk'abana b'Imana turazi ko Data wacu wo mw'ijuru yama buri gihe yishimira kwumviriza amasengesho yacu. Dutegerezwa kuyirondera kubera ko ariyo gusa ishobora kuzana inyishu nyakuri z'ingorane zacu.
Ntidutegerezwa kwizera ivyiyumviro n'ubushobozi bwacu, ariko mu kibanza cavyo tuzane ivyo bintu ubwa mbere ku Mana biciye mu masengesho.

**Soma n'ijwi rirenga 1 Petero 5:6-7** Imana iragukunda cane kandi irashaka ko woyiha ingorane zawe n'imitwaro yawe. Urashobora kuremeka imizigo yawe Imana, kubera ko ikwitaho ikongera ikitaho ivyo ucamwo vyose.

## Ugusenga Kuzana Ibisubizo vy'Imana

**Soma n'ijwi rirenga: Matayo 7:7-8.**
Imana irashaka kwishura amasengesho yacu, kandi iturarika kuza kuyisaba no kuyigirira icizere.

**Umwungere/Umurongozi: Bwira umugwi wishure ibi bibazo:**

**Soma n'ijwi rirenga: Zaburi 116:1-6**
Habaye iki mur'iyi mirongo? Iyi mirongo itubwira iki kuvyerekeye ivyo uyu muntu yavuze? Iyi mirongo itubwira iki ku vyerekeye Imana?

**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 14:12-15**
Ninde Yesu yatubwiye gusaba ivyo dukeneye? (Yesu yatubwira ngo dusabe Se wiwe Imana ico cose dukeneye kandi tuzogihabwa. Dutegerezwa gusaba dukoresheje izina rya Yesu).

**Soma n'ijwi rirenga: Ivyakozwe n'Intumwa 12:1-11**
Ninde yari mw'ibohero? N'ibiki abakristo bakoze? Imana yakoze iki?
Abakristo barasenze Imana ngo Petero aronke umwidegemvyo. Imana yishuye amasengesho yabo mur'iryo joro nyene.

**1 Ab'I Tesalonike 5:17-18.** Nk'abantu b'Imana, ntidutegerezwa kwigera duhagarika gusenga.

Isengesho ritegerezwa kuba nko guhema: Uhemera mw'ijambo ry'Imana (Bibiliya), hanyuma yaho urahema, usenga. Hanyuma kandi urahema wumviriza ico Imana ivuga. Hanyuma ugahema ushimira Imana.

Amasengesho azana ivyizigiro ahari umwiheburo. Mu gihe dusenga Imana iradukiza umubiri n'umutima. Mu gihe dusenga Imana irazana igisubizo aho ibintu biboneka nk'ibitagishoboka.

Isengesho rirafise ubushobozi!

## Ivyaha Birapfunga Amasengesho Yacu

Imana ntizokwumva amasengesho yacu nihaba mu bugingo bwacu harimwo icaha. Nitwaba dushaka ko Imana yumva amasengesho yacu no kutuzanira igisubizo, birakenewe kandi ko twihana ivyaha vyacu vyose tukongera tukabiheba.



=

**Soma n'ijwi rirenga: Imigani 15:29** (Imana yumva amasengesho y'abo bafitaniye imigenderanire myiza nayo.)

**Soma n'ijwi rirenga: Yesaya 59:2.** (Ivyaha vyacu bikora uruhome runini cane hagati yacu n'Imana.)

**Soma n'ijwi rirenga: Yakobo 5:13-16** (Icaha gishobora guzibira amasengesho yacu kugira ngo ntiyishurwe. Dutegerezwa gusenga mu gihe dufise ivyo dukeneye, no kubarira abandi ngo badusengere.)

**Soma n'ijwi rirenga: Matayo 5:8** (Abari n'imitima yera, itagira icaha, bazoshobora kubona no kumenya Imana.)

**Hari ikintu mu bugingo bwawe gikeneye guharigwa nk'icaha?**
Senga ubu nyene kandi ubwire Yesu aguharire. Itandukanye n'ico kintu mu bugingo bwawe. Igihe umutima wawe wogejwe urafise inzira nziza yo gusenga Imana.

## Dutegerezwa Gusenga Gute?

**1. Vuga isengesho rifise intumbero.**

**Soma n'ijwi rirenga: Luka 11:1-13**
Dutegerezwa kuba abadacik'intege mu gusenga. Imana itwigisha ingene umuvyeyi aha abana biwe.
Ntugir'isoni mu gusaba Imana ivyo ukeneye canke wipfuza.  Irakwakira mu gihe usenze.
Yesu yaratwigishije gusaba ivyo dukeneye. Turashobora kwizera ko izokwishura ivyo dukeneye, kuko idukunda kandi yatwigishije gusaba ivyo dukeneye.
Mu gige dukoze ivyo tubisaba mu kwizera. Turizera umuntu dusaba kuko ariyo Mana nkuru kandi Nziza iri hejuru y'ibintu vyose.

**2. Ntiwihebure**

**Soma n'ijwi rirenga: Luka 18:1-8**
Ube uwihangana mu masengesho yawe. Bandanya usenga gushika aho amasengesho yawe aronka igisubizo. Ntiwihebure ariko bandanya gusenga kandi wizeye.
Rindira Imana. Ivyo bisigura ko usaba, hanyuma ushimire Umwami kubw'igisubizo akurungikiye. Fata umwanya wo kwumviriza ico Imana yipfuza kukwigisha. Kuko Imana ifise ubwitonzi, ntishobora kuguha igisubizo c'amasengesho yawe mu gihe ushaka canke mu buryo wewe wipfuza. Rimwe rimwe imana itanga ibisubizo ibicishije mu nzira udatahura.

**Soma n'ijwi rirenga: Matayo 6:25-34**.
Ni vyiza gusaba ko ubugombe bw'Imana bukoreka. Ibuka, Imana ni nkuru kandi ifise ubwitonzi. izotang'ibisubizo vyamasengesho yawe nk'uko izi ko vyokubera vyiza. Umwanya wayo hamwe n'igisubizo cayo bishobora kuba atari ivyo wipfuza, ariko izoba inyishu nziza kuri wewe!

**3. Senga mu Kwizera.**

**Yakobo 5:13-16** (Amasengesho y'ukwizera azokwishurwa)

Ukwizera bisigura ko wizera Imana, ko uyizi. Ukwizera bisigura ko wizera uwo ashobora guhindura ibintu vyose kuba vyiza.

Urashobora kuvuga uti ''Mana yo mw'ijuru, ndashaka kuronka umwana. Warahaye Hana umwana, ndazi ko mu gihe nsaba uzonyumva kandi uzompa umwana.''

Urashobora gusenga uti.''Mana Data wanje, waragaburiye umupfakazi atagira ico kurya. Ndakwizera ko ungaburira hamwe n'umuryango wanje. Urakoze kuko udukorera ivyiza. Ndakwizeye.''

Ivyo vyerekana ko ufise ukwizera. Urashobora gusaba Imana ngo iguhe akazi, ikize umubiri wawe, itorere umuti ingorane mu muryango wawe canke mw' ishengero ryawe. Uko n'ugusenga mu kwizera. Bisigura ko uzi Imana neza bikwiye ngo ushobore kuvugana nayo nk'umuntu wo mu muryango. Ntutegerezwa kuvugana n'Imana nk'umusezi. Ushobora kuvugana n'Imana nk'umwana asaba ivyokurya. Iragukunda kandi yipfuza kuguha ivyo ukeneye.

**Isengesho riraduha inkomezi**

Mu gihe dusenga, dufata umwanya wo kubana n'Imana; kandi ivyo bitugira abanyabwitonzi n'abanyenkomezi. Mu gihe dusenga twiga kwizera Imana cane. Mu gihe dusenga turabona ingene amasengesho yacu yishugwa, kandi ivyo bigatuma ukwizera kwacu gukura. Turashobora guter'intege abandi kubw'amasengesho yacu.

**4. Gusenga mw'Izina rya Yesu**

**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 14:13-14.**

Gusenga mw'izina rya Yesu bisigura gusaba ikintu Imana kubera Yesu.

Turizera ko Imana itwishura, atari kubera ko turi bakuru, canke ko dukwiriye imfashanyo y'Imana ariko kubera ivyo Yesu yakoze ku bwacu.
Yesu yaraducunguye. Yarashizeho inzira itujana mw'ijuru, nico gituma Imana yo mw'ijuru itwumviriza kubera Yesu.

Gukoresha izina rya Yesu mu gusenga ni nk'ukugira impapuro zerekana ko dufise ikintu cacu. Bisigura ko Yesu yanditse impapuro zacu ziduha uburenganzira bwo kuja ku Mana no kuyisaba imfashanyo. Turashobora gusenga tuti, ***''Mana ndagusavye gukiza umubiri wanje mw'izina rya Yesu''***

Imana irumva ayo masengesho kandi ikayishura.

**Umwanya Wawe wo Gusenga**

Niwaba wizeye muvyo kuvugana n'Imana no kwumviriza Imana, ubu ni vyiza kugira urutonde rw'amasengesho yo ku musi. Abantu bamwe bafata umwanya wo mu gitondo, abandi basenga ku mugoroba.

**Utegerezwa gusenga umwanya ungana iki?** Ushobora gutangura n'iminota cumi-hanyuma uzosanga ko hariho vyinshi vyo kuvugana n'Imana ku bikwerekeye ko rero ukeneye umwanya muremure.
Koresha neza umwanya wawe wo kuvugana n'Imana.

Urashobora kandi gufata umwanya wo gusenga hamwe n'umuryango wawe canke n'abandi bagenzi b'abakristo.



=

Murashobora gutangura mu kuririmba indirimbo zo gushimira Imana. Ivyo bitegura imitima yanyu mu masengesho no kwumviriza ico Imana ivuga imbere yuko muyizanira imitwaro n'ivyo mukeneye.

# Ibibazo:

1. Mbega warigeze kuba ufise umwanya w'amasengesho ku musi? Ni mu wuhe mwanya w'umusi ushima?

2. Usengera hamwe n'abadi? Ni bande?

3. Ibaze ku vyerekeye abandi bantu babiri canke batatu ushobora gusengera. Ubasengere imisi yose mur'ino ndwi hanyuma urabe ico Imana izokora. Ushobora gusengera ikintu icarico cose. Ishengero rwawe, umwungere wawe, abagenzi bawe batararokoka , abantu bo mu muryango, igisagara cawe, aho uba, canke igihugu.

4. Urashobora kuronka uwo musengera hamwe? (Umuntu musangiye igitsina mushobora gusengera hamwe mu gihe cose bikenewe). Imana izokurongora bikwiye ikwereke umuntu mwiza mushobora musengera hamwe.

Umw'umwe muri mwebwe arashobora gufasha uwundi kumenya gusenga no guterana intege.

### Amashimwe no Gutazira

Gushimira Imana no gutazira Imana biva mu mutima ushima.

Gushima biva muri twebwe mu gihe tubona ibintu vyiza Imana yakoze.

Dutazira ngo tuvuge ivyiza n'ibikomeye Imana yakoze. Dutazira bivuye mu mutima wuzuye urukundo kubw'uwaturemye, uwo yapfuye ku bwacu.

Turatazirira mw'ishengero kandi dutegerezwa gutazira mu mwanya wacu wihariye w'amasengesho.

**Gushima** bisigura kuvuga n'ijwi rirenga ibintu bikomeye Imana yakoze. Urashobora kubisubiramwo mu ndirimbo canke mu majambo uvuga ivyiza Imana yagukoreye.

**Gutazira** bisigura guha Yesu urukundo rwawe, umutima wawe, ubwenge bwawe, umushaha wawe.
Urabwira Imana ukuntu ari nziza cane kandi ari Nyenubushobozi kandi ikubereye Nziza.

**Uturorero tw'abantu bashimiye bongera batazira Imana:**

**Soma n'ijwi rirenga: Zaburi 86:9** (Akarorero ko gutazira) Uramubwira ivyerekeye ingene umukunda, ukavuga amajambo nk'aya: ***"Ndikubise imbere yawe Yesu, ndagushima, ndagushize hejuru. Yesu*, ndaguhaye icubahiro kandi ndagushimiye.**''

**Soma n'ijwi rirenga: Zaburi 100:1-5.** Dutangurira ku gushimira Imana ku vyo yadukoreye.
Turashobora kandi kuza imbere yayo mu kuvuga ivyiza n'ibintu ngirakamaro yadukoreye. Hanyuma tukayiha urukundo rwacu n'ishimwe ryacu. Turashobora kwinjira imbere y'Imana mu gihe c'amashimwe no gutazira, dukoresheje



=

amajambo avuye mu kanwa kacu, mu muziki mu ndirimbo, canke indirimbo zafashwe.
Mu kindi mugihe uriko urariririmba indirimbo y'amashimwe, wibaze ku vyerekeye insiguro y'amajambo niho amashimwe yawe azoba meza.

# Ibibazo:

1. Ni ahaye majambo wipfuza kubwira Yesu?
2. Soma n'ijwi rirenga izi zaburi zibiri z'amashimwe: Zaburi 138; Zaburi 145

### GUTAZIRA

Mu gihe dutazira Imana turaririmba canke tukavuga n'ijwi ryumvikana ivyiza yakoze. Turaririmba ivyerekeye ingene Yesu yadupfiriye ku musaraba ngo aduharire ivyaha vyacu, ingene Yesu yadukuye mu buja bwa Satani, canke ingene tumushimira. Turashobora gutazira Imana ihoraho Yo yaremye ibintu vyose bidukikije.

Imana ntigira imbibe nkuko twebwe abantu tumeze, izi ibintu vyose. Iri ahantu hose kandi ntigira intango n'iherezo. Nta caremwe na kimwe cogereranywa na Yo. Mu gutazira kwawe werekana ko Imana ariyo yonyene ikwiriye kuronka urukundo rwawe, ukwiheba, no kwikubita imbere, uyitangariza ko ata wundi muntu n'umwe ukunda cane canke ukorera.

### Ni Kubera Iki Dutazira?

Twaremwe n'Imana idushiramwo inyota yo gutazira. Umw'umwe muri twebwe yumva mu mutima wiwe icipfuzo co gutazira Umuremyi (Imana Mushoboravyose).

Abantu batazi neza Imana imwe y'ukuri; bama bararondera ikindi kintu co gutazira. Ico gitegerezwa kuba iri ikintu kiboneka nk'akarorero igishusho cakozwe mw'ibuye, igiti, umusozi canke igikoresho bafise. Bamwe baratazira abanyamuziki bazwi cane, umuntu azwi cane, canke amajambo bizera. Abantu bamwe bamwe batazira ubushobozi bw'amafaranga. Ikintu cose uha urukundo rwawe, umwanya wawe, wihebera-ico nico utazira.

Abakristo bategerezwa gutazira Imana gusa.

# Ibibazo:

1**. Soma n'ijwi rirenga: Yohana 4:23-24** N'ubuhe buryo bw'ugutazira Imana irondera?

2. N'iki **Zaburi y'100** itubwira ku vyerekeye ingene dutegerezwa gutazira Imana?

3. N'ibihe bintu wataziriye muri kahise? Ni nde yatumye ubitazira?

Niwaba ugitazira ikintu icari co cose canke uwundu muntu atari Umwami Yesu Kristo, n'umwanya wo kwihana no kugira Yesu Umwami w'ubugingo bwawe.

**(Umwungere/Umurongozi: itegurire kuzana uyo muntu kuri Kristo).**



=

# Icigwa ca 6
# Kwumviriza Ijwi ry'Imana

**Intangamarara**
Ur'umwana w'Imana kandi ur'umukristo yizera mushasha. Umwana wese aramenya ijwi rya se canke irya nyina.

Intumbero y'iki cigwa ni kugufasha gutangura kwumviriza ijwi ry'Imana.

Nkuko wiga kwumviriza Umwami, ntuzoba ukigengwa n'ivyiyumviro vyawe mu kubaho mu bugingo bwawe. Uzoba ufise So wawe wo mw'ijuru akurongora akongera akagufasha.

Imana irashaka kugufasha mu ngingo z'intambara ucamwo. Ikora ivyo mu kutumenyesha ivyiyumviro vyayo biciye mw'ijambo ry'Imana (Bibiliya Yera). Iragufasha kandi mu kuvugana na wewe ubwawe nk'umuhungu canke umukobwa wayo.

Kwiga kwumviriza ijwi ry'Imana bizoguha ingoga zo gufata ingingo nziza imisi yose.

Imana iripfuza ko wotera imbere. Kwumviriza ico Imana ivuga no kwubaha inzira zayo bizokuzanira umugisha, mumuryango wawe, mu kazi kawe, no mu kibano.

## Ikibazo: **Soma n'ijwi rirenga : Imigani 3:5-6**

Imana ishaka ko ukora iki? Imana ikuraganira kugukorera iki?

### Ivyiyumviro vy'Imana

**Soma n'ijwi rirenga: Yesaya 55:8-9**
Ivyiyumviro vy'Imana biri hejuru cane, ni binini, kandi ni vyiza kuruta ivyacu. Imana irazi ingene ishobora kudufasha kandi izotubwira inzira dutegerezwa gucamwo. Izoduha inyishu dukeneye.

**Soma n'ijwi rirenga: Yeremiya 33:3**
Hamagara Imana nayo izokwishura kandi ikwereke ibintu vyinshi kandi bikomeye kuruta uko wavyiyumwira.

**Soma n'ijwi rirenga: Yeremiya 29:11-12**
Imana igufitiye Inama nziza. Irashaka ko uyisenga (kuvugana); izokwumva nkuko uvugana nayo.

Imana, So wo mw'ijuru, ishaka gukorana nawe mu vyo ukora vyose mu bugingo bwawe, haba mu ngingo nkuru canke mu ngingo ntoya zose ufata.

**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 10:2-5**
Turashobora kwiga kumenya no gukurikira ijwi ry'umwungere wacu, Yesu. Nkuko wiga kwumviriza no kwumva ijwi ry'Imana, uzovumbura ko vy'ukuri izovugana nawe. Uzotangura kubona impinduka no gukura mu nzira zawe z'impwemu. Ico n'ikintu kizana umunezero mwinshi n'uburambe bukwiriye.



=

## Imana ivugana n'abantu bayo mu nzira zitandukanye

Bibiliya itwereka ko Imana ivuga mu nzira nyinshi zitandukanye. Rimwerimwe ivugana n'abantu mw'ijwi ryumvikana. Ikindi gihe ivuga ibicishije mu kwerekwa canke mu ndoto.

Nkuko vyanditswe muri Bibiliya, Imana ishobora kuvuga ibicishije ku bamalayika. Imana irashobora kuvuga ibicishije mu majambo avuzwe n'uwundi muntu. Kenshi na kenshi, Imana ivugana natwe hagati mu mutima wacu.

Hano hari inzira zimwe zimwe Imana ishobora gucamwo mu kuvugana natwe:

### 1. Imana Ivuga Ibicishije muri Bibiliya

Imana ibandanya kuvugana n'abantu ibicishije mu majambo ya Bibiliya Yera.

**Soma n'ijwi rirenga: Zaburi 119:105** Ijambo ry'Imana rirarongora intambwe z'ubugingo bwacu.

**Soma n'ijwi rirenga: Zaburi 119:7 n'uw'9** Nitwaba twumva kandi tukubaha ijambo ry'Imana, izoturinda gukor'icaha.

Bibiliya n'ubutumwa bwiza bw'Imana bw'urukundo ku bantu bose bo kw'isi; abantu bo mu ndimi zose, amabara yose, no mu runganwe rwose. Nitwaba dufashe minenegwe amajambo ya Bibiliya Yera tuzoba tubuze inzira imwe muri nyishi zifise akamaro muvyo kwumviriza Imana
Utegerezwa gushiraho urutonde rwo gusoma Bibiliya yawe imisi yose.
Niwakora ivyo uzotangura kwiga ico Imana ivuga biciye mu majambo yayo yera. Niwaba udafise Bibiliya, usenge kugirango uzoyironke! Imana ishaka ko wogira amajambo yayo! Canke ugende mu kibanza aho abantu basomera canke bagasubiramwo ijambo ry'Imana.
Ni vyiza cane kandi gufata ku mutwe amajambo ya Bibiliya.
Bizokugira umunyenkomezi mu Mwami niwabikora.
Kenshi na kenshi abakristo barafashwa, baremeregwa, canke bagategwa intege igihe basomye canke bakumviriza amajambo ya Bibiliya.

**Soma n'ijwi rirenga: 2 Timoteyo 3:15-17**
Amajambo ya Bibiliya aratwigisha, araturongora, aradukosora, kandi aratuzanira urukiza, kandi Bibiliya iradufasha kuba mu bugingo bwiza bw'Imana.

**Soma n'ijwi rirenga: Zaburi 119:9-18**
Umuntu yanditse aya majambo avuga ingene ijambo ry'Imana ari ngirakamaro kuri we.

### 2. Imana rimwe rimwe irarungika umumalayika kutuzanira ubutumwa.

**Soma n'ijwi rirenga: Ivyahishuriwe Yohana 1:1**
Yohana yaronse ubutumwa burebure buvuye ku mumalayika yarungikiwe. Yohana yarabonye ibintu vyinshi mu kwerekwa aca yandika ivyo bintu kugira ngo tubisome. Ivyo Yohana yanditse vyitwa igitabo c'ivyahishuwe, igitabo ca nyuma ca Bibiliya.

**Soma n'ijwi rirenga: Ivyakozwe n'intumwa 12:5-11**
Petero yakijijwe n'umumalayika yatumwe n'Imana. Uwo mumalayika avugana nawe.

**3. Imana ivugana natwe ibicishije ku bantu bayo**

Imana irashobora kurekurira uwundi mukristo gutanga inyigisho zivuye muri Bibiliya kuri wewe. Ariko kandi Imana irashobora gutuma umuntu agutera intege mu gihe uriko uraca mu ngorane zikomeye. Ariko kandi Imana ishobora kuvugana nawe mu kuguha ubutumwa ibucishije ku wundi muntu wo mw'ishengero iwawe canke mu mugwi (ivyo vyitwa ijambo ry'ubuhanuzi canke ijambo ry'ubuvugishwa n'Imana.

**4. Imana iravugana natwe ibicishije mu ndoto no mu kwerekwa**

Muri Bibiliya turashobora kuhasoma ingene Imana yakoresheje indoto (mw'ijoro) no mu kwerekwa (ku mutaga) nk'uburyo bwo gutanga amategeko no mu guhanura abantu.

**Soma n'ijwi rirenga: Matayo 1:18-21**
Yusufu**,** umugabo wa Mariya yararonse indoto ivuye ku Mana.

Indoto-Soma n'ijwi rirenga: Itanguriro 37:5-9 (Yusufu wundi yararonse indoto.)
Ukwerekwa-Somo n'ijwi rirenga: Yesaya 6:1-4; Ivyakozwe n'Intumwa 10:1-11, Yeremiya 1:11-14.

**5. Imana ishobora kuvugana natwe mw'ijwi ryumvikana**

Inzira imwe mu nzira zitangaje mu zo dushobora kwumviramwo Imana ni mu gihe ivugana natwe mw'ijwi ryumvikana. Iyo rero n'inzira itari ya benshi. Imana iravugira rimwe rimwe mw'iyo nzira.

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Samweli 3:4-10**
Uwo muhungu Samweli yumvise Imana ivugana na we mw'ijwi ryumvikana.

**Soma n'ijwi rirenga: Kuvayo 3:4-20**
Musa yaravugana n'Imana hanyuma Imana ikamwishura mw'ijwi ryumvikana.

Uzokwiga ingene Imana izovugana nawe mu gihe usenga, wubaha, kandi ukura mu bucuti bwawe n'Umwami. Imana irafise ubutumwa bwo kuguha kuvyerekeye ubugingo bwawe. Imana irashaka kandi kugukoresha mu gufasha abandi.

**6. Imana iravugana natwe ibicishije kuri Mpwenu Yera**: Ijwi ry'Imana rituzamwo biciye muri Mpwemu Yera aba muri twebwe.

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Ab'I Korinto 2:9-12**
Mpwemu Yera aba muri twebwe atubarira ivyiyumviro n'ibintu vyiza Imana idufitiye.

Mu gihe twizeye Yesu nk'Umwami wacu n'Umukiza wacu, Mpwemu Yera wiwe aca aza kuba muri twebwe. Araturongora kandi akaduter'intege zo guhitamwo ivyiza igihe cose. Araturongora mu guhitamwo inzira nziza.

Mpwemu Yera ni Imana muri twebwe ivugana natwe. Mu gihe dufashe umwanya wo kuba hamwe n'Imana, tuyisaba twongera tuyumviriza, turashobora kwumva akajwi gatoya k'Imana, hanyuma tukaronka ivyo twari dukeneye kumenya.



=

## Rindira mu gacerere kwumva Imana

**Zaburi 4:4** (Bandanya wumviriza Imana)

Ariko kenshi na kenshi abantu bakora amakosa yo kwirukira canke gufata ingingo zishimikiye ku vyiyumviro vyabo bwite n'ivyipfuzo vyabo. Barashora gusa gusaba Imana ngo ibarongore mu vyo bicaguriye. Bizigira kandi ko izobarungikira umugisha wayo mu nama zabo.

Iyo tudashize Imana mu ngingo zacu dufata za buri musi, ku vyerekeranye n'ivyipfuzo n'ubugingo; aho rero birashobora gushika cane ko inama n'ivyizigiro vyacu bipfa. Inyishu yavyo tuzohereza mu kwiyumva ko twihebuye hamwe n'ukuzazanigwa.

**Soma n'ijwi rirenga: Zaburi 46:10** (Ceceka umenye ko Imana iri hafi)
Imana yipfuza kubana nawe muvyo ukora vyose mu bugingo bwawe. Tegura icumba cayo mu kwiga ingene wumviriza ijwi ryayo. Ivyo bizotwara umwanya hamwe n'ukwitanga, ariko uzokwumva ubwawe ko Imana ivugana nawe.

## Imana iravugana nanje

Bibiliya itubwira ko Imana ivugana natwe. Ni kuki tunanigwa no kwiyumviriza?

Dushobora kunanigwa kuko tutisuzuma.
Dushobora kunanigwa kubera ko dutinya.
Turashobora kunanigwa kwumva Imana kuko dufise akazi kenshi bikatunanira guhagarika ibikorwa vyacu. Canke kuko tudafata umwanya wo gusenga no kwiherera twenyene ngo twumve ico Imana itubarira.

**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 10:2-5**
Yesu yavuze ko intama ziwe zizi ijwi ryiwe. Turashobora kwiga kwumviriza Imana kandi tuzokwiga kumenya ijwi ryayo.

**Soma n'ijwi rirenga: Mariko 1:35**
Yesu yarahagurutse ningoga ngo agende ahantu hamwe hiherereye ngo ahahurire n'Imana kandi ngo bavugane nayo.
Kenshi na kenshi Yesu yarafata umwanya wo kuba kumwe na Se mu masengesho no mu gacerere, mu gitondo no mu bindi bihe vy'umusi. Mur'ivyo bihe Imana yaravugana nawe bwite kandi ikamubarira ivyo yategerezwa gukora vyose.

**Soma n'ijwi rirenga: Ivyakozwe n'intumwa 10:9**
Petero yaduze mw'igorofa yo hejuru [ahantu hatekanye] ngo asenge.

**Soma n'ijwi rirenga: Ab'I kolosi 1:9**
Paulo yarasengeye abizera Kristo ngo bamenye ishaka ry'Imana kuri bo.

**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 12:49-50**
Yesu yavuze ko yigishije gusa ibintu yaronse mu gufata umwanya wo kuba kumwe na Se. Dutegerezwa gukora nk'uko Yesu yakoze. Dutegerezwa kurondera ahantu hatekanye ngo uhabe wenyene mu kuvugana n'Imana, Tumaze gusenga dutegerezwa kwumviriza ico Imana itubwira.
Nk'uko wicaye hano uyu musi kandi wumviriza iki cigwa, utegerezwa gukurikira neza ivyo uyu muntu ariko aravuga kandi ushire kumuzirikanyi wawe ku biriko biravugwa.



=

Niwaba utariko urumviriza neza,canke ukaba usamazwa n'ibintu bikoreka iruhande yawe,uzoba utakaje ikintu c'ingirakamaro. Ntuzoronka ugutegera gukwije kw'iki cigwa.

Nico kimwe natwe mu gihe turondera kwumva ijwi ry'Imana. Dushaka kwumva no gutegera neza, canke turashobora kubura ico Imana itubarira.

**Soma n'ijwi rirenga: Ivyakozwe n'intumwa 13:2-3**
Mpwemu Yera yavuganye n'abantu bariko barasenga bongera babaza inama z'Imana.

**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 10:28-29**
Abakristo bazomenya ijwi ry'Umwungere mwiza kandi bazoshobora gukurikira inzira ziwe.

Mu gihe usenga, rondera ahantu hatekanye, icumba canke ikibanza ciherereye aho udasamazwa n'abandi. Ico nico Yesu yakoze. Ico nico Petero yakoze mu gihe yaduga mw'igorofa yo hejuru ngo asenge.

Mur'uwo mwanya soma Ijambo ry'Imana canke usubiremwo imirongo wamaze gushira mu mutwe wawe. Ririmba indirimbo rukristo yo gutazira. Yihe amashimwe wongere uyishimire kw' ivyo vyose ikora mu bugingo bwawe, wongere uvugane nayo ivyerekeye ivyizigiro vyawe, indoto zawe n'inama zawe. Saba ukurongogwa nayo muvyo ukora no mu nama zawe. Hanyuma wicecekere uce usaba Imana ngo ivugane nawe. Bwira Mpwemu Yera agufashe mu gihe wumviriza.

**Insozero**

Niwaba ushaka ko Imana ivugana nawe, tangura gukurikiza neza ivyo wiyemeje mu gusenga no mu kwumviriza Imana.

**A.** Itorere umwanya w'amasengesho yo ku musi (atari igihe c'iminota mikeya gusa).

**B.** Soma Bibiliya. (canke ugende mu kibanza Bibiliya isomegwamwo canke ivugigwamo)

**C.** Shimir'Imana kuko yaguhaye imigisha kandi iguter'intege.

**D.** Mu gihe utuje kandi ucecetse, wibaza ibiyerekeye ,Imana izovuga.

Imana ivugana n'abantu bose, ikoresha inzira zitandukanye mu kuvugana n'umw'umwe muri twebwe.
Ntidushobora kubwir'Imana inzira itegerezwa kuvugamwo! Ariko turashobora kwizera neza ko Imana izovugana natwe.
Ivugana n'abantu bose bayirondera cane, ntiraba imyaka yawe, igitsina, igihagararo cawe, ibara ry'urukoba rwawe, canke ico umuryango wawe uri. Izovugana nawe. Bukebuke uzokwiga kumenya ijwi ry'Imana mu gihe iriko iravugana nawe.

# Ibibazo:

1. Niki ukeneye gukora ngo utangure kumva ijwi ry'Imana?
2. Ni gute umenya ko ari Imana iriko iravugana nawe? (Amajambo wumva canke ivyiyumviro uronka vyama igihe cose bihura n'ivyo Bibiliya yigisha.)
3. Ni kuki ushaka kwumva ico Imana ikubwira?

## Kumenya ijwi ry'Imana

Niwaba wibaza ko Imana ivugana nawe ariko ukaba utavyemera neza, koresha iki cerekezo kizogufasha.

- Niwizere ko ufise amahoro mu mutima wawe ku vyerekeye ivyo wiyumvamwo ko Imana ivugana nawe. Imana iguha amahoro, umwansi azana ukuzazanigwa hamwe n'ubwoba.
- Utegerezwa kurondera icemezo kivuye ku bandi bantu b'Imana ku vyerekeye ico wibaza ko Imana yakubariye.
- Imana izana icemezo c'ivyo yavuze biciye mu majambo y'ubuhanuzi.
- Ivyo wumvise bitegerezwa kuzana umunezero muri wewe, kandi ntibitegerezwa kuzana ugucanamwo hagati ya bantu b'Imana.
- Mu gihe Imana ivugana nawe ivyo bizanira Umwami kumwubaha hamwe n'icubahiro.
- Ijambo ry'Imana ntirituma twishira hejuru.
- Imana ntizokwigera ikubwira ikintu na kimwe gitandukanye n'amajambo ya Bibiliya Yera. Amajambo y'Imana yama igihe cose ahuza n'inyigisho za Bibiliya.



# Icigwa c’ 7:
# Ijambo ry’Imana

**Intangamara**
Mu cigwa ca gatandatu, twarabonye inzira nyinshi dushobora kwumvamwo ijwi ry’Imana.
Imwe mu nzira nkuru twumviramwo ijwi ry’Imana ni mu gusoma amajambo Yayo yanditswe muri Bibiliya. Turashobora kandi kwiyumvisha ijambo ry’Imana, ritwegereza imbere rya Yesu.

**Soma n’ijwi rirenga: 2 Timoteyo 3:16** (Bibiliya ni ivyanditswe “vyahumetswe n’Imana.’’ Imana yaduhaye amajambo yayo afise ubugingo na Mpwemu muriyo.) Turashobora kwizera ijambo ry’Imana, Bibiliya, kuko Imana yonyene niyo yayiduhaye.

## Ijambo ry’Imana rizohindura ubugingo bwacu

Kwiyumvira ivyerekeye Ijambo ry’Imana bisigura kwuzuza ubwenge bwawe amajambo usomye canke uzi; kuyiyumvirako, kurondera neza ico asigura.
Kwiyumvira ivyerekeye Ijambo ry’Imana bisigura kwugururira Imana umutima wawe mu gihe uriko urasoma canke wumviriza Bibiliya.

Bibiliya n’ijambo ry’Imana kuri twebwe. Dutegerezwa kwuzuza ubwenge bwacu amajambo y’Imana nka kurya twipfuza kwuzuza inda zacu imfungurwa ku musi mukuru. Amajambo ya Bibiliya araja kure cane gusumba ubwenge bwacu- Arinjira mbere no mu muntu imbere, mu mpwemu yacu, kandi akaduhindura umutima n’umubiri.
Mu gihe dupfunguye amajambo y’Imana duhinduka abuzuye ubugingo, ubushobozi, hamwe n’ubwitonzi, kuko ubugingo nyakuri bw’Imana bwahumekewe mur’ayo majambo.
Imana ishaka kuvugana nawe ku vyerekeye ibikorwa vyawe vya buri musi, amanama, ivyizigiro, ingingo, hamwe n’ingorane ucamwo kugirango ushobore gutegera ishaka ryayo kuri wewe muvyo ucamwo vyose.

## Ijambo ry’Imana rirafise ubushobozi

**Soma n’ijwi rirenga: Abaheburayo 4:12**
Ijambo ry’Imana ni rizima kandi rirakora mu bugingo bwacu. Rirashobora gukora ibintu vy’ubushobozi muri twebwe no ku bwacu.
Nk’uko dusoma Bibiliya, dutegerezwa kumenya ko amajambo yayo arimwo ibintu bibiri ‘’afise ubuzima kandi arakora’’ ashobora kandi gucira urubanza ivyiyumviro vyacu n’uko twitwara. Ijambo ry’Imana ritwereka ibiri vyiza n’ibibi, kandi rigatandukanya inzira z’Imana n’inzira z’abantu hamwe n’ivyiyumviro.

**Soma n’ijwi rirenga: Yesaya 55:10-11**
Intumbero z’Imana ziboneka mu gihe Imana ivuze amajambo yayo. Mu gihe Imana ivuze ko izokora ikintu runaka, kizokoreka. Ijambo ryayo ntiryigera rinarigwa; biciye mw’ijambo ryayo, Imana ishitsa intumbero zayo mu bugingo bwacu bwose.

**Soma n’ijwi rirenga: 1 Ab’I Tesalonike 2:13**
Mu gihe twakiriye ijambo ry’Imana kandi tukarishira mu ngiro, iryo jambo rirakora inama z’Imana n’intumbero zayo mu bugingo bwacu. Ijambo ry’Imana ridukorera ivyiza kandi rikabikorera n’abandi.

Yesu yaravuze ati‘’Amajambo yanje n’impwemu n’ubugingo‘’ (Yohana 6 :63) Amajambo y’Imana arashobora kubohora umuntu mu madayimoni.
Ijambo ry’Imana rirashobora kuzura uwapfuye, no gukiza umugwayi.
Ijambo ry’Imana rirashobora guhindura abababaye bagatamba n’umunezero.
Ijambo ry’Imana rirashobora kuguha ubwenge n’inkomezi zo gukurikira Yesu.
Amajambo y’Imana arafise ubushobozi bwo guhindura umugabo canke umugore, kandi ijambo ry’Imana rirashobora guhindura igisagara canke igihugu cose

**Ibibazo:** (Saba umugwi uvugane kur’ibi bibazo.)

1. N’iki gitegerezwa guhinduka mu bugingo bwawe?
2. N’ubwenge nyabaki ukeneye buva kuri Yesu?

Bibiliya ntisa n’ikindi gitabo na kimwe. Mu gihe dusoma twongera twiyumvira kw’ijambo ry’Imana, Mpwemu yera arakoresha amajambo yanditswe mu kuvugana natwe mu mitima mu nzira imwe nyayo kadi ikomeye  cane. Amajambo ahinduka y’ubuzima kandi akatuburira ivy’ubungingo bwacu. Imana yashatse ko biba uko. Mu gihe cose Imana ivuze ibintu bica bitangura gukoreka.

**Soma n’ijwi rirenga: Matayo 4:4**
Birakenewe cane kugabirirwa amajambo y’Imana imisi yose nk’uko umubiri udusaba kugabirirwa imfungugwa imisi yose.

## Ijambo ry’Imana riraduhishurira Yesu Kristu

Nitwaba dushaka kumenya Yesu neza, dutegerezwa gusoma ijambo ry’Imana.

**Soma n’ijwi rirenga: Yohana 1:1-14**
Iyo mirongo ivuga ingene Yesu, We yaremye isi n’ibiyiriko vyose, yaje kw’isi. Yesu yaranswe n’abantu yaremye. Yesu yitwa Jambo ry’Imana. Yesu niwe muco w’isi.

Mu kwiga ijambo ry’Imana turahamenyera Yesu, Umwana w’Imana, vy’ukuri. Igitabo c’Itanguriro kitubarira ko Imana yaremye ibiri kw’isi yose ikoresheje ijambo ryayo, ibikorwa biciye mu bushobozi bw’Umwami Yesu Kristo.

**Soma n’ijwi rirenga: Abaheburayo 1:2-3**
Naho Imana yavuganye n’abantu bayo mu nzira nyinshi zitandukanye mu myaka y’ibinjana, yaraturungikiye ubutumwa bwa nyuma  biciye ku Mwana Wayo, Yesu Kristo. Tumaze kumenya ivyo, dutegerezwa kwiyubara cane ivyo Yesu yatubariye mw’ijambo ryiwe, Bibiliya. Kandi dutegereza kwiyubara cane ivyo Bibiliya itubarira ku vyerekeye Yesu.

## Ijambo ry’Imana riradukiza

**Soma n’ijwi rirenga: 1Petero 1:23**
Ijambo ry’Imana rituma tuba abavutse ubwa kabiri, tubaho kubw’Imana. Nkuko Imana yaremye ibintu vyose ibicishije kw’ijambo ryayo, ni nako kandi yazaniye urukiza abayizera bose ibicishiye kw’ijambo ryayo. N’ubushobozi bw’ijambo ry’Imana burema ukwizera mu mitima yacu bukadutuma kwizera Yesu. Iryo jambo ritabayeho ntitwoshoboye guhindukirira Imana.

**Soma n'ijwi rirenga: Abaroma 10:17**
Kwizera kugira ngo ukizwe, kandi kwizera kubaho neza biva mu kwumva no kwubaha ijambo ry'Imana. Ubwo rero, Yesu Kristo n'Ijambo ry'Ubugingo. Ni muri Yesu kandi ni muri We nyene Data yaherahereje igikorwa gikomeye c'agakiza.

Igitabo c'ivyahishuriwe kivuga ko Izina rya Yesu ari ''**Ijambo ry'Imana"** (Ivyahishuriwe 19:13).

## Ijambo ry'Imana riraduha inkomezi

**Soma n'ijwi rirenga: Zaburi 119:28**
Mu gihe turi mu mibabaro ijambo ry'Imana riradutera intege rikaduha n'inkomezi.
Garuka ku majambo ya Bibiliya mu gihe ibintu vyawe bitagenda neza; kandi ugaruke kw'ijambo ry'Imana mu gihe ubugingo bugenda neza.

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Yohana 2:14**
Ijambo ry'Imana riba muri twebwe riraduha inkomezi; rigatsinda ubushobozi bw'umugwanizi.

## Ijambo ry'Imana riraturongora mu ntsinzi n'imigisha

**Soma n'ijwi rirenga: Yosuwa 1:8-9** (Kwubaha amajambo y'Imana hamwe n'amabwirizwa yayo bizotuzanira intsinzi mu bugingo. Kwiyumvira ku majambo y'Imana bizotuzanira gukura hamwe n'imigisha.) Ayo n'amasezerano y'Imana yo muri Bibiliya.

Urashaka gutsinda mu bugingo bwawe? Urashaka guter'imbere? Shira mu mutwe aya majambo wongere uyiyumvireko, soma, umviriza, kandi wubahe ikintu cose Imana yanditse ku bwawe muri Bibiliya.
Imisi yose urafise umwanya wo kwiga vyinshi ku vyerekeye Yesu no kwubaha ivyo agusavye. Inzira z'Imana ntizigoye, ariko utegerezwa gukora ico Imana yakubwiye**.**

## Ubaha ijambo ry'Imana

**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 3:36** Kwubaha Yesu bizana ubugingo; kutubaha Yesu n'amajambo yiwe bizana uburake bw'Imana.

**Soma n'ijwi rirenga: Luka 11:28** Turahabwa imigisha n'Imana mu gihe twumva ijambo ry'Imana kandi tukaryubaha.

**Soma n'ijwi rirenga: Ivyakozwe n'intumwa 5:29** Petero yaramenye ko kwubaha Imana arivyo vyari ngirakamaro cane.

Imana itubarira ibiyerekeye gusa no ku vyerekeye Umwana wayo Yesu mu majambo yayo yo muri Bibiliya.
Imana iratubarira ivyerekeye ivyo dukwiye kuyikorera kandi imigisha yacu iva kuri Yo yanditse mu mpapuro za Bibiliya.
Nico catumye Petero abwira Yesu ati *''Ni wewe ufise amajambo y'ubugingo"* (Yohana 6 :63).



=

**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 1:1-14**
Mu gihe turaba no kwumviriza Yesu, turabona tukongera tukumva ico Data ashaka ko tumumenyerako.

Abantu bamwe bamwe barumva kandi bagasoma Bibiliya ariko kandi ntibakora ivyo Bibiliya ibabwira. Ubugingo bwabo ntibuhinduka, baguma ari babandi. Mu gihe tunaniwe kwumvira ijambo ry'Imana, turatakaza umwanya wacu wo kumenya neza Imana no kuronka ubugingo bwiza. Ukwubaha inyigisho za

Bibiliya bituzanira umugisha w'Imana igihe cose.
Ijambo ry'Imana rirafise ubushobozi bwinshi, rirapfungura ingorane z'ubugingo rikatuzanira ivyizigiro. Nico gituma Zaburi 1:1-2 ivuga iti : *''Hahirwa umuntu atagendera mu nama z'ababi, adahagarara mu nzira z'abanyavyaha, aticarana n'abacokoranyi, arikw'ibimuhimbara biri mu vyagezwe vy'Uhoraho,kand'ivyagezwe vyiwe nivyo ashira ku mutima ku murango no mw'ijoro "*
**Urashaka kuronka imigisha?** Iyumvire kw'ijambo ry'Imana, soma, wongera wubahe ijambo ry'Imana Bibiliya.

## Iyumvire kw'ijambo ry'Imana

Kwiyumvira n'umwimenyerezo wo kugenda ahantu hari agacerere mu ntumbero yo gusenga no gusoma Bibiliya yawe. Mu gihe ukoze ivyo utegerezwa kwubahiriza ivyo wasomye.

Bwira Imana ikubarire mu gihe usoma. Kwiyumvira ni nko kwuza ikintu neza cane ukagisubiramwo kenshi gushik'aho utegera ko ugishize mu ngiro mu bugingo bwawe.

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Petero 2:2**
Dutegerezwa kwipfuza ijambo ry'Imana nk'uko umwana muto yipfuza amata. Ivyo bituma dukura muvy'Imana.

**Soma n'ijwi rirenga: Ab'I kolosayi 3:16**
Kwiyumvira n'ukureka amajambo ya Bibiliya akaba muri wewe: akakwigisha, akaguhanura, akagaburira umutima wawe nk'imfungurwa zirisha umubiri wawe. Fungura ijambo ry'Imana!

Kwiyumvira ni nko kwitegereza igishusho wiyumvisha neza ibikigize n'ingene igice cose gifatanijwe n'ikindi. Mu gihe ufata neza amajambo ya Bibiliya, utangura kubona ukuri gutuma ibintu bihinduka mu bugingo bwawe. Imana ivugana nawe mur'ubwo buryo.
Wibuke ko Yesu ashaka kuvugana nawe kuruta uko wipfuza kumwumva. Niwaba ushaka kwakigwa n'Imana kandi uronke intsinzi mu bugingo bwawe (Kuri wewe, ku muryango wawe, ku kazi kawe, mu gikorwa c'Imana, ku magara yawe), utegerezwa gufata umwanya wo gusoma n'uwo kwiyumvira ku majambo ya Bibiliya. Nk'uko wewe nyene witanze ku Mwami mur'ubwo buryo uzobona impinduka nziza zitanguye kuboneka mu bugingo bwawe.

**Soma n'ijwi rirenga: Zaburi 19:7-8**
Ijambo ry'Imana rizokuzanira ugutekanigwa, ubwenge, n'umunezero wawe niwaba urifashe neza.



=

**Soma n'ijwi rirenga: Abaroma 12:1-2**
Turahinduka kuko ivyiyumvizo vyacu bihindugwa kuba bishasha kubw-ijambo ry'Imana.
Ntidushobora ubwacu guhinduka beza, nk'uko nyene tudashobora kwikiza twenyene. Amajambo ya Bibiliya arashobora kuzana hinduka muri twebwe no mu kibano iwacu.

**Ingene twokwiyumvira kw'ijambo ry'Imana –**
**Ibikorwa bimwe bimwe vyodufasha**

**1. Gukurikiza urutonde**. Utore umwanya utomoye washizeho kugira ngo wiyumvire ivya Bibiliya, vyoba vyiza mu ntango z'umusi (Gerageza n'iminota 30). Ntutangure hanyuma ngo uce ureka. Ntureke umusi ngo urenge udafashe umwanya wo kubaza Umwami mu gusenga no mw'ijambo ryiwe.
Ugire urutonde gw'ibisomwa nkuko bizokurikirana-Cagura igitabo ca Bibiliya co gusoma, ikigabane ku kigabane . Canke ubaze Umwami aho ushobora gutangurira ?
Ku bemera bashasha, ni vyiza gutangura ku Nkuru Nziza zo mw'Isezerano Risha. Inkuru Nziza ya Yohana n'ikibanza ciza co gutangurirako.

**2. Rondera ikibanza gitekanye** : Genda mu kibanza gitekanye mu gihe wiyumvira ijambo ry'Imana. Ja kure y'abandi kugira ngo ube wenyene kumwe n'Imana gusa.
Wikure ku kintu cose coshobora kugusamaza mu gihe uzoba uri kumwe n'Imana. (iradiyo, telefone yawe, canke indirimbo, n' ibindi)

**3. Tegura**. Fata Bibiliya yawe, ikaramu, n'urupapuro. Mu gihe uriko urasoma, siga ibara canke uce umurongo ku mirongo imw'imwe ya Bibiliya nk'uko wumva Imana iriko irabikwereka. Andika ivyo Imana yavuganye nawe.

**4. Wibaze wewe nyene ibi bibazo mu gihe uriko urasoma** :
a. Iyo mirongo ivuga iki kuvyerekeye Imana?
b. N'ibiki iyo mirongo ivuga bikwerekeye? Canke umuryango wawe, ishengero ryawe, ababanyi bawe n'igihugu cawe?

**5. Barira Imana ivugane nawe** : Andika imirongo Imana yashatse ko umenya neza kandi uyifate ku mutwe.

**6. Senga**: Nk'uko wiga ivy'Imana, Sengera ivyo yakweretse.Ubaha ivyo yakweretse. Bishire mu ngiro.

# **Ibibazo**:

**1.** N'ikihe kintu ngirakamaro wize ku vyerekeye Bibiliya mur'iki cigwa?

**2.** Kuber'iki wibaza ko bifise akamaro gusoma no kwiyumvira kw'ijambo ry'Imana?

**3**. Twoshobora kuba abanyenkomezi gute ngo dutsinde ingorane z'ubugingo? (Gushira muri twebwe ijambo ry'Imana nkuko dushira imfungurwa mu nda zacu).

**4.** Dushobora gukura gute mu kwizera? (Mu gusoma, kwumviriza, kwiyumvira no kwubaha ijambo ry'Imana).

**5.** Dutegerezwa gukora iki nitwaba twipfuza guter'imbere no kuronka intsinzi? (**Yosua 1:8-9).**



=

# Icigwa C'8:
# Imana Imeze Gute ?
## (Gutahura uko Imana imeze)

**Intangamarara**
Kubera ko tudashobora kubona Imana n'amaso yacu y'umubiri, birashobora kutugora gutegera neza ingene Imeza.

**Imana imeze gute ?**
Imana n'impwemu mu nkomoko yayo; ntigizwe n'umubiri n'amaraso nk'uko twebwe tumeze. Imana niyo yonyene itandukanye cane na twebwe abantu kubera uko imeze, inkomoko yayo ariko kandi n'ingeso zayo.
**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 4:24**

None twomenya gute uko Imana imeze?

Naho utarabona Imana n'amaso yawe, ushobora kumenya uko Imana imeze mu gusoma ibiyerekeye mu mirongo ya Bibiliya Yera, mu kuyisenga no mu kuyumviriza.

### Inkomoko y'Imana

Iri jambo ngo ''inkomoko y'Imana'' ryerekana ibintu n'ingeso ziboneka Imana yisangije. Ivyo bintu bitwereka uko iri n'uko imeza.

**1. Imana yamyeho**
Imana ntigira itanguriro kandi ntifise iherezo; yariho, iriho, kandi izokwamaho ibihe bidashira. Abantu bo kur'iyi si bose bafise intango y'ubugingo bwabo n'iherezo ryabwo. Abami, abamikazi, abarongoye ibihugu n'abantu bazwi cane kur'iyi si y'uno musi kandi bemegwa kubera imvo iyi canke iriya babaho mu gihe c'umwanya muto wonyene.

**Soma n'ijwi rirenga: Zaburi 102:24-27**
Aha umwanditsi avuga ivyerekeye Imana hamwe n'ivyerekeye abantu.

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Petero 1:24**
Abantu barababaho hanyuma bagapfa, nka kurya kw'ubugingo bugufi bw'amashurwe, iyo tubigereranije n'Imana. Amajambo Imana yavuze ntiyigera yonda canke ngo ahinduke; yamaho ibihe bidashira.

Imana yamyeho; ntihinduka kubw'ukurenga kw'ibihe. Ntigira imyaka canke ngo isaze nk'uko bitubako;ukurengana kw'ibihe ntikwongereza canke ngo kugabanye ubumenyi n'ubwenge bw'Imana.Ntihigeze habaho igihe canke umwanya Imana itariho. Imana ntigengwa n'umwanya ariko yamyeho.

**Soma n'ijwi rirenga ibi vyanditswe:** Zaburi 90:1-4; Zaburi 145:13; Yesaya 40:28 n'Ivyahishuwe 1:4-8.

**2. Imana niyo Muremyi wa vyose**

**Soma n'ijwi rirenga: Itanguriro 1:1 n'Ivyakozwe n'Intumwa 17:24.**
Imana yaremye ibintu vyose, ibintu vyose tubona (nk'uturorero ivyatsi n'ibikoko) hamwe n'ibintu tudashobora kubona (nk'utunyamubiri, ibigize ikintu, imishaha yacu, mbere n'impwemu duhema.) Yaremye ibintu tuzi n'ivyo tutazi.
Ikintu cose kibaho canke kizobaho caremwe n'Imana. Nta kintu na kimwe caremwe n'umwana w'umuntu ubwiwe wenyene.



=

Mbere ivyakozwe ku buhinga canke ivyahishuwe n'ubuhinga vyose vyakozwe hakoreshejwe ubwa mbere ivyo Imana yaremye. Bikogwa hakoreshejwe ubwenge Imana yaremeye muri twebwe.
Nico gituma dutegerezwa kwubaha cane no gutazira Imana yonyene. Nta muntu akwiye guhabwa icubahiro nk'ico canke ikibanza mu bugingo bwacu.
**Soma n'ijwi rirenga ibi vyanditswe:** Yohana 1:1-3; Ab'I Kolosayi 1:15-17

**3. Imana ni Mushoboravyose**
Imana ifise ubushobozi n'ubutware hejuru y'ibintu vyose yaremye. Mbere n'impwemu mbi zitegerezwa kwumwira Umwami Yesu Kristo. Nta kintu na kimwe kidashobora gukogwa n'Imana. Niyo iri hejuru ya vyose mu nkomoko yayo no mu bikorwa vyayo.

**Soma n'ijwi rirenga** ivyanditswe: **Matayo 19:26**

Dutegerezwa kwizigira Imana ngo turonke ibisubizo vy'ingorane z'ubugingo bwacu; niyo yenyene gusa ishobora gukora ibintu bidashoboka.
Hakwizigira ubumenyi bwacu twenyene, inguvu, canke kurondera abandi bantu ngo turonke ivyishu, dutegerezwa kuraba Imana. Ntiwiture abapfumu, abakora amangetengete - Imana iranka ivyo bintu. Kandi ntiwemere ko ubwoba burongoka ubwenge bwawe. Yesu yatubariye kudatinya, ariko dusenge. (Matayo 6:3-34).

**Soma n'ijwi rirenga: Gusubira mu Vyagezwe 18:9-11**

**Abansi bacu ubu ni bande?** Icaha, indwara, ubukene, ububi, n'ukutitaho ibintu.

Imana irafise ubushobozi ku ndwara: Mariko 5:24-34

Yesu yarerekanye ubushobozi bwiwe hejuru y'impwemu mbi: Matayo 8:28-33 na Luka 10:17-20.

Ubushobozi bw'Imana hejuru y'urupfu: Luka 7:10-15 n'Abaroma 1:4.
Niwaba uhanzwe n'ibigutera ubwoba mu bugingo bwawe, ubugeni, umuryango, ikibano canke igihugu cawe, urashobora kubizana ku Mwami; wizere ko Imana ikora mur'ivyo bihe , bandanya kuyishimira no kuyiha icubahiro.

**Soma n'ijwi rirenga:** Kuvayo 9:13-16; Kuvayo 14:21-31; Kuvayo 17:1-6; Yosuwa 10:8-24; n'Ivyahishuriwe 12:14-17.

**4. Imana izi vyose:**
Imana izi ibintu vyose. Ubwenge bwayo ntibugira iherezo. Ntikeneye ishure canke umwigisha nk'uko tubikenera.
Irabona hagati mu mutima w'umuntu wese. Imana irazi ingorane ufise mu mutima n'imigambi yose ugenderamwo, kandi iritayeho ibikwerekeye.

Imana irakuzi neza uko uri, Imana yakumenye utaranavuka.

**Soma n'ijwi rirenga:** Zaburi 39:1-4; Zaburi 147:4-5; Yeremiya 1:5 & 29:11; Ab'I Kolosayi 2:1-3 n'Abaheburayo 4:13.

**5. Imana iri hose.**
**Soma n'ijwi rirenga: Zaburi 139:7-13** Imana iri ahantu hose. Ntibishoboka ko twebwe tuyinyegeza. Imana irabona kandi irazi ivyipfuzo vyacu hamwe n'ivyo



=

abantu bakora bihishije. Nta kibanza na kimwe dushobora kwihishamwo amaso yayo.
**Soma n'ijwi rirenga iyi mirongo:** Yeremiya 23:23-24

**6. Imana n'Impwemu**

**Soma n'ijwi rirenga**: **Yohana 4:23-24 na 1 Timoteyo 1:17**

Imana n' Impwemu mu nkomoko yayo, nta nyama canke amaraso ifise nk'uko kwawe na jewe. Ntushobora kuyibona n'amaso yawe ariko yo irakubona mu gihe cose no mu bibanza vyose.

Yesu, Umwana w'Imana, yihaye umubiri w'umuntu n'inkomoko yiwe mu gihe yavyawe na Mariya. Ico cari igitangaza gikozwe n'Imana. Yesu yakoze ivyo kugirango ashobore kumenya no gutahura uko kuba kur'iyi si bimeze. Ariko Yesu yabayeho mu bugingo bwiwe ata caha akoze, arongowe na Mpwemu w'Imana hamwe n'Ijambo ry'Imana.

**Soma n'ijwi rirenga:** Matayo 1:18-25

**7. Yesu ni Imana**
Yesu n'umwana w'ikinege w'Imana,niwe Mwana wenyene yarungitswe ava mw'ijuru. Imana yahaye Yesu Izina rirengeye ayandi mazina yose hamwe n'ubutegetsi bwo kuyobora isi yose n'ibiyirimwo vyose.

**Soma n'ijwi rirenga:** Yohana 1:1-14; Ab'I Kolosayi 1:13-20; Abaheburayo 3:1-4 n'Ab'I Filipi 2:4-11.

**8. Imana igira ubuntu**
Imana niyo yaremye abantu bose. Imana yipfuza kumenya abantu no kubana nabo mu migenderanire myiza. Yararungitse Umwana wayo w'ikinege,Yesu nk'umuntu, kugirango wewe na jewe dushobore kuyimenya. Imana yararungitse Mpwemu yera wayo kuba muri twebwe, mu gihe twakiriye Yesu.

**Soma n'ijwi rirenga:** 1 Abami 19:9-13; Yesaya 43:1-2; 49:14-16; Yohana 20:11-18 & Ivyakozwe n'intumwa 17:28-29.

## Ingeso z'Imana

Ingeso zerekana ibiri imbere mu muntu.

Turashobora kuvuga tuti: *''Urya muntu ameze neza''* canke *''Yari umugore mubi.''* Mu gihe tubivuze mur'iyo nzira tuba turiko turavuga ingeso y'uwo muntu, ivyerekana uko uwo muntu ubwiwe ameze**.**

Ingeso z'Imana ni ukwera kwayo, urukundo, ubwizigigwa, ubwizerwa, ubunyakuri n'imbabazi. Ivyo bivuga ko Imana yerekana ingeso zayo mu vyo iri canke ikora.
Imana ni Iyera, nta kibi na kimwe kiba muri Yo. Imana iratunganye, Ikorana n'abantu atankunzi kandi mu butungane; ntiyigera irenganya mu guca imanza. Imana ntiyigera ibesha ariko ivuga ukuri. Imana ifise imbabazi ku bayihamagara ngo ibafashe yongere ibababarire.
Izo ngeso ziyigize nizo Imana ishaka ko tugira mu bugingo bwacu nk'abizera.

## Imana ni Iyera

Imana ni Iyera mu nkomoko yayo; nk'uko idashobora gukora icaha niko idashobora no kwiyereka ubwayo ikintu cose gicafuye canke umuntu wese ari



=

mu caha. Imana idutegeka kuyibera Abera (kwitandukanya twebwe ubwacu n'ikibi hamwe n'isi).

**Soma n'ijwi rirenga:** Zaburi 24:3-4; Matayo 5:43-48; Abaheburayo 12:14 na 1 Petero 1:15-16

## Imana ni Umwizigigwa

Ubwizigigwa n'ugukora ico wemeye gukora ata guhindura iciyumviro cawe canke guhindura ijambo wavuze. Imana n'umwizigigwa mu bintu vyose ivuga kandi ikora. Ntishobora kuvuga ikintu uno musi hanyuma ngo ihindure iciyumviro ejo. Ubwizigigwa ni nkenegwa mu miryango yacu, mu kwubakana kwacu, mu kibano, no muvyo ducuruza. Iyo abantu bokora mu bwizigigwa,ubwo rero imiryango y'abubakanye,urudandazwa, akazi, no mu kibano hose boshobora kubana mu mahoro n'umwumvikano.

**Soma n'ijwi rirenga**: Zaburi 89:13-15; 2Timoteyo 2:13; 1Ab'I Korinto 10:13.

## Imana ni ukuri

Imana n'imvugakuri mu bintu vyose ikora. Ntiyigera ibesha canke ngo irongore abantu mu nzira mbi. Yo yenyene ni ukuri-ukuri kuva kuri Yo.
Ibaze ku ngorane zitegwa n'uko abantu batavuganye ukuri hagati yabo, ukutizigigwa, canke ukutizegwa, bizana kutizerana, ubwoba,no kunanigwa gufata ingingo. Bijana mu nzigo, imitongano, ishari, n'intambara.
Kuba umunyakuri n'inzira y'Imana. Kuba umubeshi (umunyakinyoma) n'inzira ya Satani. Kuba umunyakuri mu majambo no mu vyo ukora ni nkenegwa ku Mana kandi niyo nzira yipfuza ko wobamwo ukongera ugakoreramwo hagati y'abandi bantu.

**Soma n'ijwi rirenga:** Zaburi 51:1-10; Yohana 14:6; Yohana 14:16-17

## Imana ni nyen'ubutungane

Imani ni nyen'ubutungane, bisigura ko itunganye, itabera,itagira agatosi. Ntishobora gukora ikintu kibi na kimwe. Ntizokwigera ikora ivy'ikinyoma canke ibidatunganye. Imana idusaba natwe kubaho no gukora mu butungane tutabera muvyo dukora vyose.
Imana ntibesha; ntivuga ko ibibi ari ivyiza, Ntifata umuntu mwiza nk'uko yoba afise ikimwagira. Kubera ico ntidutegerezwa kwerekana aho duhengamiye hagati y' abandi, canke ngo twemere igiturire kivuye ku bandi. Imana ifata umuntu wese wo kw'isi nk'uko angana n'abandi kandi ntiyerekana aho ihengamiye kuri bamwe. Nk'abakristo dutegerezwa gutungana imbere y'abandi kandi tugatungana no muvyo dukora.

**Soma n'ijwi rirenga:** Abaheburayo 1:8-9; Zaburi 89:14; Zaburi 96:1; Abaroma 2:5-11

## Imana ni nziza

Imana ni nziza, kandi ikora ivyiza gusa. Ntishobora gukora ikibi. Kandi ntishobora gukora ibiteye kubiri n'inkomoko yayo y'ubugwaneza.

**Soma n'ijwi rirenga:** Matayo 12:34-35; Luka 6:27-28; Abaroma 8:28; Abaroma 12:21; Ab'I Efeso 2:10; Ab'I Galatiya 5:22-24 n'Ab'I Efeso 6:8

Nta kibi kiri mu Mana; ikibi cazanywe mw'isi na Satani,mu gihe Satani yitandukanya n'Imana. Abana b'abantu nabo bazanye ububi bwinshi mw'iyi si

nk'inkurikizi z'ivyaha vyabo. Nico gituma hari intambara, ubusuma, urwanko, ububeshi, ubwiyorobetsi, n'ibindi bibi vyose biri mur'iyi si yacu. Imana ntiyaremye ikibi. Imana yaraturungikiye umucunguzi gushika aho umw'umwe wese, imiryango, n'ikibano dushobora guhindukira tuva mu kibi tugatangura kuronka ivyiza biva ku mana.

Imana iratunganye; itegerezwa guhana icaha. Ariko Imana ni nziza; kandi iraduha imbabazi z'ivyaha vyacu kubw'amaraso ya Yesu. Kandi Imana iriteguye kudufasha mu bugingo bwacu nitwaba tuyihindukiriye tukongera tukayisaba ngo idufashe.

**Soma n'ijwi rirenga:** Abaheburayo 4:16 (Nimwirukire imbere y'inganji y'Imana kugira ngo muyisabe imfashanyo zayo, kandi muzozironka).

Umuvyeyi wo kw'isi aratanga impanuro ku bana biwe kugira ngo bazobe abana beza. Imana idukorera ibimeze nk'ivyo. Ishira ku murongo abayegukira kugira ngo ubugingo bwabo buzomere neza (**Soma n'ijwi rirenga:** 1 Timoteyo 4:8 n'Abaheburayo 12:5). Imana itwipfuriza kuronka ivyamwa vy'ubugwaneza mu bugingo bwacu, Ivyo vyotuma abantu bamenya iyo Mana nziza dukorera.

## Imana ni nyen'ikigongwe

Ikigongwe kiva mu rukundo. Ikigongwe gitangwa n'umuntu yishoboye ku muntu atishoboye. Imbabazi n'uburyo bwo kuraba umuntu no gushaka kumufasha kurengera ingorane afise, naho nyene atoba ashobora gushaka gufashwa vy'ukuri. Mu gihe Imana itwitegereza, iratwumvira ikigongwe, cane cane mu gihe turiko turaronka ibitugora mu bugingo. Urukundo rwinshi Imana idufitiye ruyituma iba Nyen'ikigongwe. Mur'iyo nzira nyene Imana irashaka ko wewe nanje tuba abanyakigongwe ku bandi bantu.

**Soma n'ijwi rirenga:** Ab'I Efeso 2:4-6; Abaroma 2:4; Zaburi 86:5 na Matayo 18:21-22.

## Imana ni Rukundo

Bibiliya itubarira ko Imana ari Rukundo. S'uko Imana ikunda, ariko n'uko ivyo ikora vyose ibikorana urukundo. Imana iradukunda kandi idutegeka cane cane gukundana.Mu gihe Yesu yabazwa ibwirizwa rikuru iry'ari ryo yishuye ati : ''Gukunda Imana no gukunda mugenzawe'' (Luka 10:27).

Iyo abantu baba bakundana, ibintu vyinshi vyiza vyobonetse mu miryango yacu.  Imana ni Rukundo, kandi ivyo idukorera vyose birerekana urwo rukundo rwayo. Igikorwa gihambaye c'Imana c'urukundo kwari ukurungika Yesu ngo yakire ivyaha vyacu ku musaraba kandi ngo azukire kuba Umwami wacu.

**Soma n'ijwi rirenga:** Yohana 13:34-35 na Yohana 14:23-24. Yesu adutegeka kwereka abandi urukundo. Mur'iyo nzira abandi bantu bazotahura ko dukurikira Yesu.Urukundo twerekana ruva ku Mana, ariko niwaba ufise ingorane yo kwerekana urukundo, barira Umwami Yesu abigufashemwo.
**Soma n'ijwi rirenga**: Yeremiya 33:3; Luka 10:30-37; Yohana 3:16; Yohana 15:12-13; 2Ab'I korinto 13:14 n'Ab'I Efeso 5:1-2.



=

**Insozero**

Ubu rero turategereye neza ko Imana ihoraho, Nyen'ubushobozi bwose, kandi ko izi ibintu vyose. Imana irakundana, ni Umwizigigwa, Nyen'ubutungane, kandi ni nziza. Kubera ko Imana yacu ari nziza, urashobora kwemezwa ko izogukorera ivyiza mu bugingo bwawe. Irashaka kukuzanira ivyamwa vyinshi mu bugingo bwawe, kuguha umugisha no guha umugisha abandi. Urashobora kuyizera ko izogufata neza hamwe n'ibikwerekeye vyose.
Soma n'ijwi rirenga: Ab'I Filipi 2:13 n'Abaroma 8:28.

# Ibibazo mu migwi

1. N' ikihe gice c'iki cigwa cagufashije gutegera neza Imana?

2. Iyo umw'umwe mu bo mubana (canke mu muryango) yotanguye kwerekana ubwiza, ubuntu, ikigongwe, n'ubwizigigwa, wibaza ko ivyo vyohindura iki ?

3. Ni akahe karanga k'Imana kakunezereje? ni kubera iki ?

4. Ushobora guhindura gute ubugingo bwawe ngo bube bwiza? (Gusoma ijambo ry'Imana ngo uyimenye neza, mu gusenga, mu kwumvira Imana no mu kuyireka ngo iguhindure).

=



=

# Icigwa c'9
# Imana Imwe y'Ukuri

**Intangamarara**
Iyo Mana imwe y'ukuri yaremye ibintu vyose kandi itegeka vyose n'Imana yo muri Bibiliya. Yarihishuye yonyene ibicishije kuri Yesu Kristo.
Yesu yaravuze ati:
**''Unyizera , si jewe yizeye, ariko yizeye uwantumye. Umbonye aba abonye uwantumye."** (Yohana 12:44-45).
Imana ivugwa muri Bibiliya niyo Mana imwe y'ukuri.

Ivyitwa imana vyose ntabwo ari imana vy'ukuri. Vyakozwe n'abantu (imana z'abahindu, Buda, Allah n'ibindi bintu bisengwa).
Nkuko twavyize mu cigwa ca 3, ibigigwamana bishobora kuba kandi abantu, ivyiyumviro, canke ibintu bifata ikibanza c'Imana mu bugingo bwacu).

Bibiliya iratubarira neza ko Umwami, Imana yo muri Bibiliya, yaremye ijuru n'isi n'ibibirimwo vyose. Niyo yonyene ikwiriye gusengwa n'abantu yaremye. Nta muntu, ikiremwa, impwemu, canke igishushanyo gitegerezwa gusengwa.

Imana ntizosangira icubahiro cayo n'ikintu na kimwe. N'ibintu bibujijwe cane ku Mana gusenga ikintu canke uwundi umuntu.

**Soma n'ijwi rirenga: Kuvayo 20:1-4** na **Zaburi 78:58.**

## Imana yitwa nde?

**Soma n'ijwi rirenga: Kuvayo 3:1-15**. Mur'ico kigabane dusoma ko Imana yahishuriye Mose izina ryayo uku *''Ndi uwo Ndiwe"* bisigura ko, Imana yamyeho kuva kera, kandi izokwamaho. Iryo zina Imana ryahinduwe muri Bibiliya yacu nk ''Umwami'', canke ''Umwami Imana.'' Nico gituma mu gihe twebwe abakristo dusenga, dusenga cane cane duhamagara Umwami, canke tukavuga ivyerekeye ''Umwami.'' Iryo niryo zina bwite ry'Imana. Niyo Muremyi n'Umucunguzi.
**Soma n'ijwi rirenga: Kuvayo 6:2-3**.

## Imana Imwe

Imana yacu yategetse ko dutegerezwa kuyiraba no gusenga Yo Yonyene. Gusubira mu Vyagezwe 6:4 havuga ngo: ***''Ni mwumve, yemwe Bisirayeli : Umwami Imana yacu, ni we Mana yonyene ; kandi mukundishe Umwami Imana yanyu imitima yanyu yose, n'ubugingo bwanyu bwose, n'inkomezi zanyu zose ''***

Birakwiye ko dusenga Umwami Imana,kandi Yo yonyene. Gutanga ubugingo bwacu mu gusenga Imana ni urupfunguzo rwo guhinduka mu bugingo bwacu bwite.Gusenga Imana bizana guhinduka mu kibano cacu hamwe n'ukwizigira mu gihugu cacu.

**Soma n'ijwi rirenga: Yesaya 42:8** na **43**:**11-13.** Imana imenyesha yonyene ko ari Imana y'ishari; bivuga ko, itazokwihanganira ugusengwa kw'ibindi bigereranyo, n'izindi mana. Izozanira igihano abayicumurako bose mur'iyo nzira, ariko ngo kur'abo barinda amabwirizwa yayo, Imana ibaha urukundo gwayo, ukurindwa, n'amasezerano meza menshi.
Bibiliya itwigisha gusenga gusa Imana imwe y'ukuri; nta yindi Mana ibangikanijwe nayo.



=

**Rondera wongere usome n'ijwi rirenga bimwe mur'ibi vyanditswe:** Gusubira mu Vyagezwe 4:35-39; 1 Samweli 2:2; Zaburi 83:18; Yesaya 44:6-8; Yeremiya 10:10-15; Mariko 12:28-32; 1Ab'I Korinto 8:6; 1Timoteyo 2:5.

# Ubutatu

Reka ubu rero turabe gatoya ivyerekeye inyigisho z'Ubutatu bw'Imana.

Bibiliya iratomora mu kutwigisha ko Imana ari Imana imwe. Ikatwereka kandi ko ibayeho mu butatu: butandukanye: Data, Mwana na Mpwemu Yera.

Data n'Imana imwe y'ukuri, izina ryiwe niryo ryahawe data wese wo kw'isi. Data yashize isi yose mu bushobozi bwa Mwana. Umwana, Yesu, yaje gupfa ngo acungure abantu bari baratakaye.
Turizera Yesu, kandi biciye mu bugingo bwiwe, kubabara, urupfu, n'izuka ryiwe,twarakijijwe.

Mpwemu Yera akora nk'umukozi w'Imana kw'isi no mu mitima yacu. Mpwemu Yera yariho mu gihe c'iremwa ry'isi; Mwana yaravuze ivy'iremwa ry'ibintu vyose. Igihe nicashika kw'iherezo, Yesu azozana ubwami bwiwe kw'isi hanyuma ashire ibintu vyose mu maboko ya Se .

### Bishoboka gute ko Imana imwe ibaho mu butatu butandukanye?

Abantu bamwe bamwe barihenda mu kwibaza ko abakristo basenga Imana zitatu ariko, ivyo sivyo. Bibiliya irigisha neza ko Imana ari imwe gusa, ikorera mw'isi mu nzira zitatu zitandukanye.

**Data-** n'Imana itabonwa n'abantu kandi kubw'ubushobozi bwayo yaremye isi ijuru n'ibibirimwo vyose. Niwe mutegetsi w'ibintu yaremye vyose.

**Mwana,** Yesu Kristo –n'Imana Mwana, yarungitswe kw'isi, yabonywe kandi akamenywa n'abantu, niwe kandi yatoranijwe na Data kugira ngo azanire isi urukiza.

**Mpwenu Yera** - n'Imana Mpwemu, umukozi ataboneka, akorera mw'isi, kandi aba mu mitima y'abantu bose ''bavutse ubwa kabiri'' Twibuke ko umuntu wese ari mu Butatu afise imvugo yisangije, canke igikorwa, mur'ubwo Butatu.

**Soma n'ijwi rirenga: Matayo 28:19-20** (Yesu ategeka abizera ivyo bategerezwa gukora mur'iyi si). Uwo murongo werekana neza ko hariho abantu batandukanye bagize Ubutatu ariyo Mana.

**Soma n'ijwi rirenga: Gusubira mu Vyagezwe 6:4.** Aha Bibiliya yerekana ko Imana ari imwe gusa. Imana niyaba ar'imwe gusa, yoshobora kuvuga gute nk'uko iri gutatu? Tuzoronka insobanuro mu kwibaza ku mirongo ya Bibiliya.

Reka dufate akarorero: Dusome mw'**Itanguriro 2:24** ***''Nico gituma umuntu azosiga se na nyina akabana n'umugore wiwe akaramata, bakaba umubiri umwe.***'' Uyu murongo uratubwira ko umugabo n'umugore wiwe ar'umuntu umwe. Bitwereka ko hariho ubumwe bw'ukuri hagati y'abantu babiri batandukanye. Abo bantu babiri bavuze ibiberekeye,Adamu na Eva, bahindutse umubiri umwe. Aha tuhabona akarorero nyakuri katwereka ingene abantu babiri bafatwa nk'umuntu umwe. Ako karorero nyene karatwereka ingene abantu batatu bagize Ubutatu ariyo Mana imwe.



=

Igitabo c'Itanguriro kiravuga inkuru y'iremwa, umurongo 1:26 soma: Imana iravuga, iti: ''**Tureme umuntu mw'ishusho yacu, ase natwe; aganze amafi yo mu kiyaga,n'ibiguruka mu kirere,n'ibitungano,n'isi yose,n'ivyikwega vyose,bigenda bikwega inda hasi**.'' Aha tuhasoma ko ubutatu, Data, Mwana na Mpwemu Yera bariho bose mw'iremwa ry'isi. Bagiriye inama hamwe hanyuma bafata ingingo yo gushiraho kiremwa muntu. Imana ivuga iti *''Tureme umuntu''* hanyuma ivuga iti***''Bareke** baganze… isi yose''.* Ijambo **umuntu** risigura bose babiri umugabo n'umugore. Ako n'akarorero katwereka ko abantu barenze umuntu umwe bafashwe nk'uko bari umwe.

Dufate akarorero gasanzwe koshobora kudufasha gutegera inyigisho z'Imana, Ubutatu mur'umwe. Twibaze ivyerekeye ivoka. Rigizwe n'ibice bitatu bitandukanye (urashato, umubiri, n'ikibuto) ariko n'icamwa kimwe. Igice cose kiratandukanye n'ivoka ryose uko ringana. Igice cose gifise igikorwa caco n'uko kimeze ariko kiguma ari igice c'icamwa.

Yesu Kristo azwi nk ''Umwana w'Imana''. Ari mu bagize Ubutatu bw'Imana nkuru kandi n'Imana y'ukuri.

Yesu yarahanuwe mu majambo y'Isezerano rya Kera incuro zishika amajana atatu kandi niwe muntu w'Ubutatu bw'Imana yatoranijwe mu buryo bwo kuzanira abantu agakiza no kugarura abatakaye kandi baciriwe urubanza kw'isi. Ukugaruka kwa Yesu hamwe n'ibikorwa vyiwe vyarahishuriwe neza mu bitabo vy'Isezerano Risha.

Mu gihe dusenga Imana, dushobora kubwira Mana Data, Yesu, na Mpwemu Yera. Bose bar'umwe kandi n'Imana imwe. Nk'uko ubisoma muri Bibiliya yawe uzobona kenshi Imana ivugwa nka Data, Mwana (Yesu) na Mpwemu Yera.

Inyigisho z'Ubutatu bw'Imana ziragoye gutegera cane kandi kino cigwa gishobora gutanga insiguro ngufi yonyene. Barira Umwami Yesu agufashe gutegera ukwo kuri hanyuma aguhe ukubitegera gukwiye.

## Imana imwe gusa mu bugingo bwawe

Nk'abizera muri Kristo turakeneye cane kuba maso ku vyerekeye ibintu vyose umwansi ashobora gukoresha mu gutakaza ukwizera kwacu. Dutegerezwa guheba ibintu vyose bishobora kutubera ibigigwamana mu bugingo bwacu kandi bikadusamaza mu migenderanire myiza n'Imana.

**Soma n'ijwi rirenga: Kuvayo 20:3-5**.

Ijambo **''ikigigwamana''** si ijambo rikunda gukoreshwa mu bugingo bwacu bwa kino gihe. Ni ijambo ryerekana ikintu cose gishobora gutuma tugisenga mu bugingo bwacu, tukacizera, canke kigatuma duha ikibanza umuntu canke ikindi kintu kuruta Imana y'ukuri.

Hariho abantu basenga ibigigwamana bakabicanga no gusenga Imana. Isezerano rya Kera ritubwira inkuru z'Abisirayeli, bahawe umwidegemvyo bakuwe mu buja bwa Farawo, umwami wa Egiputa. Bamaze gukugwa muri Egiputa, Abisirayeli bakoze nk'abasazi bikorera impfizi y'inka ikozwe mu nzahabu batangura kuyisenga aho gusenga Imana y'ukuri. Babona mur'iyo mpfizi nk'uko yoba ifise ubushobozi kandi ko yashobora kuzana imigisha mu bugingo bwabo.

**Soma n'ijwi rirenga: Abalawi 26:1**
Gushika n'uno musi abantu barakora kandi bagasenga ibishushanyo vyakozwe n'abantu bikababatwara mu bupfumu no gukora ibikorwa vy'umwijima, n'amadini y'ikinyoma. Barihenda mu kwizera ko ibikoresho n'ibikorwa vyegukira ibigigwamana canke imiti y'igishenzi bizobafasha, bizobakiza, canke bibahe imigisha. Ivyo bikoresho bishobora kuboneka nk'ibitagira ico vyonona, nk'uturorero, imiti itera umugisha, ibishushanyo, imiti ikoreshwa mu miryango, canke ibindi bikoresho bikoreshwa n'impwemu mbi canke imigenzo y' abakera. Ivyo vyose birashobora kuboneka mu mazu yacu no mu bugingo bwacu imbere yuko tumenya Yesu. Nk'uko twavyize mu cigwa ca gatatu, ivyo bintu bishaka ko tuvyatura kandi bigasambugwa. Vugana n'umwungere wawe niwaba ufise ivyo bintu mu nzu yawe canke mu bugingo bwawe.

**Soma n'ijwi rirenga: Yesaya 46:8-9**
Gusenga ibigigwamana bishobora kuba mu buryo bwinshi mur'ubu bugingo bwacu. Gusenga ikigigwamana bishobora kuba mu bikoresho umuntu yakoze canke mu guha umwanya wacu canke urukundo rwacu ivy'isi bidukwega nk'amafaranga, abategetsi b'isi, inzoga, igitsina, imboneshakure, ubutunzi, ubuhinga ngurukanabumenyi,canke akazi.
Gusenga Imana y'ukuri bidufasha kuba musi y'imigisha yayo no kudukingira, imiryango yacu, n'abo tubana bose. Ni vyiza gusubiramwo kandi icigwa ca gatatu niwaba ugifise ikibazo canke ingorane zijanye na kino cigwa. Vugana n'umwungere wawe canke umwigisha umubwire ibikwerekeye. Niwaba ufise ikigigwamana canke warakoresheje imiti y'ubupfumu canke impwemu mbi, uzokenera kubohogwa uvanwe muri vyo. Garuka ku cigwa ca gatatu hanyuma ugisomane n'umwungere wawe canke umurongozi, hanyuma uronke umwanya wo gusengegwa nawe.

**Soma n'ijwi rirenga: 2 Ab'I Korinto 6:16-18**.
Nk'abakristo, turakeneye gushira Imana imbere ya vyose mu bugingo bwacu. Imigenderanire yawe n'Imana itegerezwa kuba ubwa mbere mu bugingo bwawe gusumba ikintu cose co kur'iyi si. Mur'iyo nzira uzobaho kandi uzonezerezwa n'imihezagiro yayo mu bugingo bwawe.
Soma n'ijwi rirenga:1 Yohana 5:20-21.

# Ibibazo:

1. Ikigigwamana n'iki? (ikintu cose, igishushanyo, canke umuntu uha umwanya wawe munini, urukundo, canke wubaha cane-mu kibanza caho wobihaye Imana y'ukuri gusa).

2. Aho ubaye tuhasanga ibigigwamana nyabaki?

3. Ni gute ibigigwamana vyononye ubugingo bwawe bwite, ubugingo bw'umuryango wawe,n 'abo mubanye?

4. N'ikihe gice c' iki cigwa cagufashije bushasha gutahura ivyerekeye Imana? (Soma Ab'I Kolosi 3:5 & Matayo 6:24)



=

# Icigwa C'10
# Ishengero ni iki ?

## Intangamarara

''Mwebwe muvuga ko ndi nde?'' Yesu abaza Petero.

Petero, umwe mu bagendanyi bakomeye ba Yesu aramwishura ati ''Uri Kristo Umwana w'Imana nzima.''
Yesu yishura Petero ati : *''Ur'umuhirwe, Simoni mwene Yona, kukw' ata w'inyama n'amaraso yabiguhishuriye, ariko ni Data wo mw'ijuru. Nanje ndakubwira yuk'uri Petero, kandi kur'urwo rutare nzorwubakakw' ishengero ryanje, kand'amarembo y'i kuzimu ntazorishobora''* (Matayo 16:16-18).

Yesu yavuze ko azokwubaka ishengero ryiwe ku rutare. Urwo rutare gwavuye mu kwizera Petero yabwiranye Yesu ko yari umwe yarungitswe avuye ku Mana ngo akize ivyaha vy'isi. Ukwizera n'ukwizigira vya Petero nirwo rutare rw'ishengero. Niyo ntango y'ishengero.

Mu gihe ubariye Yesu ngo ababarire ivyaha vyawe yongere yinjire mu bugingo bwawe, uca kandi ushira ukwizigira n'ukwizera muri We. Uca wemeza ko Yesu yapfiriye ku musaraba hanyuma arazuka kugira ngo agukize. Yesu yahindutse Umukiza wawe. Wagize ukwizigira n'ukwizera nk'uko Petero yabikoze.
Yesu yavuze ko ategerezwa kwubaka ishengero ryiwe kubw'uko kwizigira kuvuye mu kwizera umufitiye. Yesu yavuze kandi ko ishengero ryiwe rizokwubakwa bikomeye gushika naho ibitero vyose vya Satani n'amadayimoni bitazorisenyura.

**Soma 1 Ab'I Korinto 12:13** (twarizeye Yesu, Mpwemu Yera nawe yatugize ingingo z'ishengero rya Yesu).

### Ishengero ni irya Yesu

Abantu bo mu mahanga yose, imiryango yose, inkoba zose, kuva mu gihe ca Yesu bahindutse ingingo z'ishengero, ryegukira Yesu.

**Soma n'ijwi rirenga : Ab'I Kolosayi 1:12-13.**
Isezerano Risha ritubwira ko ishengero ari umugwi w'abantu bahamagariwe kuva mu mwijima bajanwa mu migenderanire na Yesu.
Ubu twaramwegukiye.
Dutegerezwa gukunda Yesu, no kumwubaha muvyo dukora vyose, twiyumvira, canke tuvuga.
Turi ivyabona ku muntu wese wo kw'isi ko Yesu ari muzima.

### Umukristo wese n'urugingo rw'ishengero rya Yesu

Ubu ko wamenye Yesu, uri urugingo rw'ishengero ryiwe. Urashobora kwiyumvira ko ishengero ari inyubakwa aho abantu baza kuririmbira no kwumviriza uko umwungere yigisha. Uko ni ukuri, ariko Bibiliya itubwira ko abantu bamenye Yesu nk'Umukiza aribo **shengero**. Abantu bakijijwe nibo shengero.
Mw'isezerano rya kera, Abantu b'Imana barubakiye Imana ishengero. Yesu amaze kuzuka mu bapfuye, yaratanze Mpwemu wiwe ngo abane n'abamwizera. Kubera ivyo Yesu yakoze, twahindutse ingoro y'Imana.



=

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Ab'I Korinto 3:16** Abizera barafise Mpwemu Yera w'Imana aba muri bo. Ubu rero mu kibanza c'inyubakwa yateguriwe gusengeramwo Imana, abantu b'Imana nibo bahinduka ingoro y'Imana, ariryo shengero.

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Timoteyo 3:15** Abakristo ,bagize ingingo z'umuryango w'Imana, nibo nzu kandi inzu yose y'Imana.

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Ab'I Korinto 15:9** Paulo yarahamye abantu begukira Yesu, bitwa ishengero. Bibiliya itwereka ko abantu bakijijwe aribo shengero rya Yesu, ariko atari inyubwakobahuriramwo.

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Ab'I Korinto 16:19** Amashengero menshi yo mu gihe c'intumwa yahurira mu mazu mu migwi mito. Nico gituma igihe cose duhuriye hamwe tuba tubaye ishengero. Inyubakwa sico kintu gifise akamaro, ariko ni twebwe dufise akamaro nk'abatazira n'ababayeho kubwa Kristo.

## Ishengero ni irya Yesu wenyene

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Ab'I Korinto 6:17-20 na 1 Petero 1:18-19** Yesu yaratuguze mu gusesa amaraso yiwe ku musaraba. Yesu yaraguze ishengero (abantu biwe) kugira ngo bamwegukire ibihe bidashira. Abantu bo mu bihugu vyose, imiryango yose, ubwoko bwose ,uhereye mu igihe ca Yesu bahindutse ingingo z'ishengero ryagutse.
Ijambo gucungura risigura ko twasubiye kugugwa n'Imana muri Yesu.

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Petero 2:9-10** Turi ubutunzi bwera bw'Imana kandi Imana iduhamagarira gutangariza isi amashimwe yayo. Mur'ivyo vyanditswe tubwigwa ko twatoranijwe n'Imana kandi ko turonka imbabazi zivuye ku Mwami.

Igikorwa cacu n'ukubwira isi ivyerekeye Yesu, nk'abaherezi b'Imana. Tubwigwa kandi ko twahamagariwe kuva mu mwijima kandi ko dutegerezwa kuba abera (dutegerezwa kubaho ubugingo butagira agatosi kandi tukaba abatunganye). Tumaze kumenya ko Yesu yatuguze n'amaraso yiwe vyategerezwa kudushimisha no kuduha umunezero mu bugingo bushasha yaduhaye. Turafise agaciro kanini imbere y'Imana , kandi dutegerezwa kubwira abandi ivyerekeye Yesu hamwe n'ivyo Yesu yadukoreye.

## Ishengero ni umugwi w'Imana

**Soma n'ijwi rirenga: Zaburi 23 na Yohana 10:11** Yesu n'umwungere wacu. Atuzana mu nzira nziza kandi akaduha ivyo dukeneye. Araturongora mu nzira nziza. Kubwivyo turizera  ko azodufata neza.

**Soma n'ijwi rirenga: Ab'I Efeso 4:10-13**.
Yesu yaraguhaye umugabo canke umugore w'umwungere.We yitwa umwungere. Umwungere ni umuragizi w'intama, kandi niwe arinda ubugingo bw'imitima y'abagize uruhongore rwa Yesu. Umwungere n'uwo kutugaburira ijambo ry'Imana, kudufasha kwirongora, kutwigisha, kudusengera, no kutwereka inzira yo gukurikira Umwungere mukuru ,Yesu.
Ube uwumvira umwungere wawe wongere umusengere. Umuhe icubahiro wongere umufashe gukora igikorwa c'ishengero. Bwira abandi bantu ivyerekeye Yesu wongere ubazane mw'ishengero. Twegukira uruhongore rwa



=

Yesu kandi dutegerezwa kugerageza kwumvikana n'umuntu uwariwe wese wo mw'ishengero ryacu. Icipfuzo c'Imana kuri twebwe n'ukubaho mu mahoro n'ubumwe.

### Ishengero n'umubiri wa Kristo

**Soma n'ijwi rirenga: Ab'I Kolosayi 1:18 na Ab'I Efeso 1:22.**
Rimwe rimwe ishengero rifatwa nk'umubiri wa Kristo; Yesu niwe mutwe, natwe tukaba ingingo z'umubiri wiwe.

Turafatanijwe na Yesu nk'uko nyene ibihimba vy'umubiri bifatanijwe n'umutwe. Nka kurya kw'umutwe w'umuntu, umutwe niwo wereka umubiri wose inzira yo gucamwo .
Nk'abagize ishengero, turi umubiri wa Kristo, kandi dutegerezwa kwubaha uwuturongora ariwe Kristo, niwe mutwe. Rimwe rimwe ishengero ry'aho ubaye riboneka nk'umubiri w'aho ubaye, bisigura ishirahamwe ry'abizera mu kibanza runaka.

**Soma n'ijwi rirenga: Ab'I Korinto 12:12-30**
Hari umubiri umwe wa Kristo, ariko hari ingingo nyinshi. Umw'umwe muri twebwe n'ingingo y'umubiri wa Kristo. Uw'umwe muri twebwe arafise igikorwa kandi twese turafise ibikorwa bitandukanye mw'uwo mubiri. Umw'umwe muri twebwe arafise igikorwa. Ikintu twaremewe gukorera Imana. Dutegerezwa kubaza Imana ico duhamagariwe gukora mu mubiri wa Kristo, aririyo shengero.

**Soma n'ijwi rirenga: Ab'I Kolosayi 3:8-15.**
Ugukundana hagati yacu n'inzira yo kuzana ubumwe mw'ishengero.
Turashobora gukunda uwariwe wese kuko Kristo ari mu mitima yacu.
Nk'abagize umubiri turashobora gukorera mu bumwe hamwe n'abandi bantu bagize uwo mubiri mu kurangura ico Imana ishaka ko dukora.
Naho dufise ingabire zitandukanye, kandi ibikorwa vyacu bikaba bitandukanye; tuguma turi bamwe hamwe n'abandi bose bagize uwo mubiri. Ikiganza ntigishobora kwihakana ijisho, canke ngo ukuguru gufate ingingo yo kuvuga ko arikwo gufise akamaro kuruta ugutwi. Umw'umwe muri twebwe ategerezwa kwigora akabaho kandi agakora mu mwumvikano n'abantu bose ngo azane ishimwe ry'Imana mur'iyo nzira.

**Soma n'ijwi rirenga: Ab'I Efeso 4:28-32**
Izi ni inyigisho zo gushira mu ngiro mw'ishengero kuvyerekeye uko dutegerezwa kwigenza hagati yacu.

**Soma n'ijwi rirenga: Tito 2:14** Yesu yapfuye kugirango adukure mu burakari, kandi dutegerezwa kwitegura gukora ivyiza ngo twerekane ko turi abiwe.

### Ishengero n'Umuryago w'Imana

Duhinduka umuryango w'Imana mu gihe twemeye Yesu nk'Umwami n'Umukiza. Imana itwita abana bayo natwe tukayita Data wo mw'ijuru. Idufata neza nk'uko Umuvyeyi abikorera abana biwe. Iraduha indero iyo bikenewe. Imana iravugana natwe kandi irashaka ko tuvugana nayo mu masengesho.

**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 1:12 n'Ab'I Galatiya 4:6**
Umuntu wese yakiriye Yesu Kristo n'umwana w'Imana. Nkuko dukoranira hamwe nk'ishengero, duteranira hamwe nk'umuryango w'Imana. Korera abandi mu rukundo mu kwubaha, mu kufata nkuko Imana Ibafata.



=

**Soma n'ijwi rirenga: Ab'I Galatiya 6:10**
Umuryango urafashanya. Urahana agaciro kandi ugafatana neza. Twese dutegerezwa gufashanya nk'abagize ishengero rya Yesu.
Hari urukundo rudasanzwe hagati y'abagize ishengero rya Kristo.

**Urutare gw'ubugingo**

Turibaza ko ishengero ari inyubakwa yubatswe mu biti canke mu matafari aho abantu baza gusengera Imana. Ariko Imana yibaza ko twebwe abizera turi inyubakwa yayo. Yarashize Mpwemu Yera muri twebwe. Turi hamwe nk'umugwi, twebwe twacunguwe twitwa inzu y'Imana.

**Soma n'ijwi rirenga: Ab'I Efeso 2:18-22** Imana itubona nk'ingingo z'inyubakwa yayo, dusanga muri Yesu.

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Ab'I Korinto 3:9-11** Emerera Imana ikorere mu bugingo bwawe ngo ikwubake neza, mu kwerekana igikorwa Imana yakoreye muri wewe.

Turasoma muri 1 Petero 2:5 tuti: *''Mwubake nk'amabuye afise ubugingo,kugira ngo mube inzu yo mu buryo bw'impwemu,ngo mutange ibimazi mu buryo bw'impwemu,bishimwa n'Imana kubwa Yesu Kristo."*

Umw'umwe muri twebwe agize igice c'inyukakwa y'Imana, aho ishaka kubengabengera mu cubahiro cayo.

**N'ikihe kimazi cacu c'impwemu ?**

Ubwa mbere, twubahe Yesu mu vyo adutegeka gukora. Dushobora kumuha ikimazi co gushima no gutazira. (**Abaroma 12:1-2**).
Turashobora gutanga ikimazi c'urukundo mu gukorera ivyiza abandi, mu gusenga, mu guterana intege.
Dushobora gufata umwanya wo kwiga ivyerekeye inzira z'Imana no kuzigisha abandi. Urashobora kwigisha uwundi muntu ivyo wamaze kwiga.
Dushobora gutanga ikimazi mu gutanga amashimwe, mu gushimira Imana kuvyo yadukoreye vyose.
Imana irashima ubwo bwoko bw'ibimazi bivuye ku mutima w'urukundo wo gukorera Yesu.

**Soma n'ijwi rirenga: Abaheburayo 3:1-8** Hatubwira ko Yesu ariwe Mukuru w'inzu. Tur'inzu y'Imana kandi turi munsi y'uburongozi n'ubwiza bwiwe. Dutegerezwa kwibuka ko abantu bitegereza ubugingo bwacu ngo barabe ko dukora nk'abakristo nyakuri.

**Ishengero n'umugeni wa Kristo**

**Soma n'ijwi rirenga: Ab'I Efeso 5:25-30** Yesu yita ishengero umugeni wiwe. Yesu arakunda ishengero ryiwe (abamwizera) nkuko umukwe akunda umugeni wiwe.
Iyi ni ishusho yerekana ubunini bw'ikimazi c'urukundo Yesu adufitiye. Yesu, umukwe, yarakunze umugeni wiwe, yarababaye yongera arapfa ku musaraba ku bwacu (Turi umugeni wiwe). Ivyo bitegerezwa kutugira abashima n'abizigigwa b'Umukwe wacu wo mw'ijuru.



=

Murashobora kugira ingorane z'imigenderanire hano kwisi; ariko imigenderanire ufitaniye na Yesu, Umukiza wawe, ishobora kuba minini kandi y'urukundo nkuko umugeni mushasha agirira umugabo wiwe akunda.
Iyi mirongo yo mu b'I Efeso kandi itubarira ko Yesu yuhagira umugeni (ishengero ryiwe) kandi akaritegurira ubugeni, canke ubumwe, ivyo bikazokogwa muri kazoza.

**Soma n'ijwi rirenga: Ivyahishuriwe Yohana 19:5-9.** Mu gihe gikwiye Yesu azoza gutora umugeni wiwe, aririyo shengero, arijane mw'ijuru kubana nawe ibihe bidashira.

**Ukwifatanya n'ishengero ry'aho ubaye**

Kubera ko mwahindutse bamwe mu bagize ishengero rya Yesu kw'isi yose, mutegerezwa guhinduka abanyashengero b'ishengero ry'aho mubaye. Mutegerezwa gufatanywa n'umubiri w'abizera b'aho muba. Waramaze kuba umwe mu bagize ishengero rya Kristo mu gihe wakizwa, ariko kwifatanya n'iteraniro canke ishengero n'iyindi ntambwe.

Igikorwa c'ishengero n'ukwigisha Inkuru Nziza ya Yesu abantu mubana. Umunyashengero wese ategerezwa kubikora atari nk'uko umwungere canke umuvugabutumwa abikora.
Igikorwa c'ishengero n'ugufashanya ''Gukura mu migisha no  kumenya Umwami n'Umukiza Yesu Kristo.''(2 Petero 3:18)

Igikorwa c'ishengero n'ugufasha abagore n'abatishoboye mw'izina rya Yesu.

**Soma n'ijwi rirenga:  Ivyakozwe n'intumwa 11:20-26**: Amashengero yo muri Bibiliya yitwa amazina y'ibisagara abakristo babamwo. Umugwi wose wahurira hamwe mu nzu cari igice c'ishengero mur'ico gisagara. Amashengero abiri yo mur'iki kigabane yiswe: ishengero ry'i Yerusalemu  n'ishengero rya Antiyokiya.

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Ab'I Korinto 16:19.** Iyo ni indamutso yanditswe n'amashengero yo muri Aziya mw'ishengero ryateranira mu nzu.

**Soma n'ijwi rirenga: Abaheburayo 10:24-25** Birakenewe kuba umwizigigwa mu mubiri wawe canke ishengero ry'aho ubaye. Baragukeneye nkuko nawe ukeneye ivyo abandi bazana.
Ubunyashengero mw'ishengero ry'aho ubaye buratandukanye kubera ikibanza bitandukanye, ariko umukristo wese n'umwe mu bagize ishengero rihoraho rya Yesu. Umwungere wawe canke umurongozi azoguhanura ku vyerekeye ingene uzokwifatanya n'ishengero ry'aho ubaye.

# Ibibazo:

1. Wahindutse gute urugingo rw'ishengero rya Yesu?
2. Ni kuki bikenewe kumenya ko ishengero ari umuryango?
3. Yesu yatuguze (yaducunguye) akoresheje iki?
4. Nitwaba turi ingoro y'Imana n'umuryango w'Imana dutegerezwa kwigenza gute mu miryango iwacu? mubo tubana ? mw'ishengero ryacu?
5. Twoshingiringirintahe gute ubutumwa bwiza (Inkuru Nziza) ya Yesu? (Mwungere, fasha aba bantu bawe kwiga ivyerekeye izo nzira).



=

# Icigwa c'11
# Imbere y'Inyonga y'Imana

**Intangamarara**
Mur'iki cigwa turaza gusangamwo ingene Imana iha agaciro abantu n'ico ivyo bisigura kuri twebwe nk'abahungu n'abakobwa b'Imana.

### Umuntu wese yaremwe mw'ishusho y'Imana

**Soma n'ijwi rirenga: Itanguriro 1:26-28**
Turasoma muri Bibiliya Yera ko abantu baremwe mw'ishusho y'Imana kandi basa n'Imana. Twaremewe kumera nk'Imana, ngo duse nayo.
Kubw'ivyo, icaha caranduje ishusho y'Imana mu bugingo bwacu. Kubera icaha twaratakaje ugusa kwacu n'Imana. Mu gihe duhindutse abizera, kubw'ivyo, hanyuma tukizera Yesu Kristo nk'Umwami n'Umukiza wacu, duca dutangura kandi kubaho mw'ishusho y'Imana.

### Umuntu wese wo kw'isi yaremwe mu buryo butangaje

**Soma n'ijwi rirenga: Itanguriro 1:31** na **Zaburi 139:13-15** (Mu gihe Imana yaturema yaruvuze iti, *''Ni vyiza cane")*
Umuntu wese yaremwe n'Imana ubwayo kandi yahawe ingabire y'ubugingo. Imana yakumenye kuva imbere yuko uvuka uva mu nda ya nyoko wawe. Yaragukunze kandi ikora inama y'ubugingo bwawe. Ishaka kukubona waronse imigisha, muri vyose, no kuba muvyo yakugeneye. Ico nico yakuremeye ngo uyikorere kur'iyi si.

Imirongo yo mw'itanguriro ikigabane ca mbere itubwira ko abantu bose, barimwo wewe nanje, twahawe agaciro kanini n'Imana. Umwami abona ko twese tunganya agaciro n'abandi bantu bose bo kw'isi. (Bivuga ko harimwo n'uwo muntu yicaye iruhande canke inyuma yawe uyu musi).
Nta ngorane iriho niwaba uri umugabo, umugore canke umwana. Niwaba wirabura, wera, canke ufise irindi rangi ry'urukoba, utunze canke ukenye, uri muremure canke uri mugufi. Nta ngorane iriho ku Mana niwaba warize cane canke utize, canke kubera ururimi uvuga. Imana iragukunda nk'uko ur'umuntu kandi iguha agaciro kangana n'akabandi bantu.
Abantu barashizeho ibibatandukanya hagati yabo bonyene n'abandi, ariko Imana itwipfuriza kubaho mu mahoro no mu migenderanire myiza hagati yacu.

**Soma n'ijwi rirenga: Abaroma 12:10** na **13:8**

**Ibibazo:** Baza umugwi uvugane kur'ibi bibazo.
a. Dushobora kwereka gute urukundo uwo tubana akeneye Kristo ?
b. Ni gute dushobora kwereka umuntu urukundo gwa Kristo mw'ishengero ryacu?

Kubera ko Yesu aba muri twebwe, turafise ubushobozi butsinda icaha mu bugingo bwacu.
Turafise kandi ubushobozi bwo gukunda abantu tubona ko badakwiriye gukundwa. Ivyo bishobora gukorwa gusa biciye mu bushobozi bwa Mpwemu w'Imana ari muri wewe.



=

Imana yaremye ubwoko bw'abantu ku buryo butangaje (abagabo n'abagore) yongera iha ingabire umw'umwe muri twebwe. Turafise ibikorwa vy'ubwenge, vy'ivyipfuzo n'ivy'igishika. Turafise ubushobozi bwo kurema, bw'ukwiyumvira, n'ibishika vy'ubushobozi. Ni mur'uko gukoresha izo ngabire Imana itwipfuriza guhindura isi yacu kuba nziza.

**Kubona biciye mu maso y'Imana!**

Nk'uko twiga kubona no guhana agaciro mu nzira y'Imana, dushobora kuyibonamwo impinduka y'ukuri mu bugingo bwacu bwite no mu bugingo bw'imiryango yacu, bw'ababanyi, no mu gihugu cacu cose.

Igihe bamubaza ibwirizwa rikuru iry'ari ryo, Yesu yarabishuye ati :
*'' 'Mukundishe Uhoraho Imana yanyu imitima yanyu yose n'ubugingo bwanyu bwose n'ubwenge bwanyu bwose'.Iryo ni ryo rihambaye rya mbere.Har'irindi rya kabiri rimeze nka ryo,n'iri: 'mukunde bagenzi banyu nk'uko mwikunda.'Kur'ayo mabwirizwa yompi ivyagezwe vyose n'amajambo y'abavugishwa n'Imana ni yo vyenenako "* **Matayo 22:37-40**.

Yesu yariko aravuga ivyo ngo yerekane ko urukundo (muvyo tuvuga, twiyumvira, canke dukora) ku Mana no kubo tubana arico ikintu ngirakamaro dutegerezwa gukora.
Abantu bose baba kw'isi no hagati y'amashirahamwe y'abantu baremwe n'Imana. Barashobora kuba badasangiye ubwoko; barashobora kuba baba mu Burundi, muri Congo, canke muri Tanzaniya canke kure cane; bashobora kuba abirabura canke abazungu, abantu bo mu caro bakora mu mirima, canke abibera mu bisagara canke mu dusagara dutoduto; bashobora kuba ari abaganga, abakozi ba reta, abari mu bo kwivuna umwansi canke kurinda umutekano, canke bakora ivyabo canke bakora mu nzu; abantu baba mu mazu canke batagira amazu, abana bo mw'ibarabara, abana bo mu mashure, abafise amagara meza canke abakomeretse, abarwaye n'abari ku mpfiro; abo bantu bose baremwe n'Imana, barakundwa kandi barahabwa agaciro n'Imana. Nta n'umwe mur'abo bantu afise agaciro kanini kuruta uwundi imbere y'Imana, kuko bose baremwe mw'ishusho yayo kandi basa nayo.
Dutegerezwa kubabona nk'uko Imana ibabona, dutegerezwa kubafata nk'uko vyategetswe muri Bibiliya. Mu rukundo, mu kububaha, no kubumvira impuhwe.

Iyumvire kuvyerekeye twebwe nk'abakristo uko dutegerezwa kuraba no gufata abandi.

**Soma n'ijwi rirenga: Matayo 5:38-48**
Yesu yaje kurondera no gukiza abantu bo kw'iy'isi baguye mu mutego w'icaha baca batandukana n'Imana. Yesu ntiyaje kurondera ishigwa hejuru canke kwironderera inyungu yiwe bwite.

**Soma n'ijwi rirenga: Mariko 10:42-45**
Yesu yaradukoreye mu gutembera kur'iyi si no mu kutuzanira ugukira n' ukuri, ugufasha n'urukundo. Yadukoreye kandi mu kudupfira ku musaraba, mu kuriha ivyaha vyacu.
I Kalvariyo yararishe indishi y'igiciro yongera yerekana urukundo nyakuri kuri wewe nanje.



=

Mw’iyo nzira nyene, wewe nanje dutegerezwa gufata ingingo yo kubaho mu nzira yerekana urukundo rw’Imana kandi iha agaciro umw’umwe muri twebwe, ari abeza ari n’abadakundwa.
Ntidushobora kuba abantu bera gusa ku musi w’Imana mu gitondo canke mu gihe twatembereye ahantu n’abandi bakristo. Dutegerezwa kwerekana urukundo rw’Imana n’agaciro k’Imana imisi yose.

**Soma n’ijwi rirenga: Abafilipi 2:3-4**
Guhana agaciro bisigura gushira imbere ivyo abandi bakeneye kuruta uko dushira imbere ivyo dukeneye, nk’uko Yesu yabikoze. Nitwaba dukunda kandi tugaha agaciro abandi nk’uko Imana idukunda kandi ikaduha agaciro, ubukozi bw’ikibi n’ukutumvikana hagati y’abantu
bizogabanuka biboneka. Amahoro y’ukuri azoboneka kandi abantu bazobaho neza cane.

## Imana iha agaciro kangana abantu bose

Abagabo, abagore n’abana bo mu bwoko bwose n’indimi zose bahabwa n’Imana agaciro kangana.
Soma ingene Bibiliya ivuga kuvyerekeye ingene Imana ibona ubwoko butandukanye bw’abantu (rondera wongere usome ibi vyanditswe).

**Abagabo n’Abagore:** Soma Yohana 4:7-29. Abayahudi baranka abasamariya kandi ntibaha abagore ikibanza kibereye. Yesu yagiye kure y’umugenzo n’ukwizera kw’abayahudi yigisha gukunda abasamariya. Yesu afata abagore nk’abigishwa biwe: Mariko 15:41. Yesu aha agaciro kangana abagore n’abagabo.

**Abana.** Soma Matayo 19:13-15. Imana iha agaciro abana nk’uko bangana n’abantu bakuze.

**Ubwoko butandukanye, Imiryango, n’Abantu.** Soma: Ivyakozwe n’Intumwa 10:1-48, Ivyakozwe n’Intumwa 15:7-11. Imana yareretse Petero ko abayahudi n’abanyamahanga bafise agaciro kangana imbere y’ingonga zayo.

**Soma n’ijwi rirenga: Abaroma 1:16-17** Yesu arakunda abantu bose kandi yapfiriye umuntu wese.

**Soma n’ijwi rirenga: Ab’I Galatia 3:28** Nta muntu n’umwe yofata ko ari hejuru canke ari hasi y’uwundi muntu, canke ngo afate nabi umubanyi wiwe.

**Ata gucagura nkunzi.** Ibi vyanditswe bitwereka ko Imana iha agaciro abantu bose. Soma: Abaroma 3:29-30; 1 Ab’I Korinto 12:13; Yohana 10:16.

Bibiliya itubwira gufata abantu co kimwe, tutaravye ico bari, ubutunzi, ubwoko, umuryango baturukamwo,amagara, canke amashure , tuterekanye aho duhengamiye.
**Soma:** Gusubira mu Vyagezwe 10:17-19, Zaburi 146:5-9, Yesaya 1:17; Matayo 5:44,45.

## Insozero

Imana yaremye ikiremwa muntu, bose hamwe abagabo n’abagore, mw’ishusho yayo kandi basa nayo; umuntu wese afise agaciro kangana n’ak’uwundi tutaravye ico ari canke iyo yavuye.
Nk’abantu b’Imana dutegerezwa kandi kuraba abandi nk’uko imana ibabona.

Yesu yaje kugarurira abantu imigenderanire yabo n'Imana. Yararishe indishi y'igiciro cose.Yemera gutanga ubugingo bwiwe bwite kubera urukundo Imana ifitiye abantu bose.
Kubera ivyo dutegekwa na Bibiliya gukunda abandi nk'uko Yesu yadukunze. Dutegerezwa gushira iruhande ibidutandukanya no kubaho mu rukundo, ukwihangana, no mu mwumvikano hagati yacu.

## Ibibazo:

Fata iminota mikeya muvugane kur'ibi bibazo:

1. Ni kuki wibaza ko Imana iha abantu agaciro kanini? (Twaremwe mw'ishusho yayo kandi dusa nayo. Imana idukunda urukundo rutagira ingero kandi iratwishimira. Soma n'ijwi rirenga: Yeremiya 31:3)

2. Soma n'ijwi rirenga: Matayo 6:14**-** Wogira inyifato nyabaki imbere y'abagucumurako?

3. Soma n'ijwi rirenga: Ab'I Galatiya 5:14 – Wibaze kandi utegure ingene ushobora gushira mu ngiro ivyo vyanditswe mu mubano wawe.

4. Soma n'ijwi rirenga: Matayo 20:28**-** Imana yonyene (Yesu Kristo) yarerekanye urwo rukundo rurengeje kuri wewe nanje. Twotegerezwa kuvyereka abandi gute nk'abakristo?

5. Umuntu wese yugare amaso yiwe hanyuma yiyumvire kur'ivyo vyanditswe mu gihe badusomera n'ijwi rirenga muri 1 Timoteyo 2:1-6.
Barira abantu bawe uti: "Ibaze umuntu woba wariyumviriye nabi, canke warafashe nabi aho ubaye: umusengere ubu nyene.''





=

# Icigwa c’12
# Imbabazi

## Intangamarara

Mur’iri iki cigwa dutegerezwa kwiyumvisha ivyo Bibiliya yigisha ku vyerekeye insiguro n’ishigwa mu ngiro ry’imbabazi.
Imbabazi zisigura kubohora umuntu no kumureka akidegemvya. Bisigura kandi kumukurako ideni, isezerano, canke ikintu yategerezwa kukwishura. Bisigura kandi gukuraho igihano cose cobaye kur’uwo muntu.

Nk’uko twiyumvira ku gikorwa co kurekura ikintu twategerezwa, nk’akarorero, twibaze ku nyoni yafatiwe mu mutego; ukarekura iyo nyoni ukayireka ikigira mu mwidegemvyo. Canke dutegerezwa kwiyumvira ku gukura uwupfunzwe mw’ibohero ryo mu gisagara ukamureka akigira, mu mwidegemvo ntangere, hatagize umutwaro n’umwe umusigarako canke ngo icaha ciwe kigume cibubwa.

Imitima yacu irashobora kuba nk’amabohero apfungiwemwo inzigo, ishavu, canke akabonge ku vyerekeye abandi bantu kubera ibibi badukoreye. Turababara kandi tugashavura kubera ivyo abantu badukoreye. Turabika inzikira indwi ku ndwi, umwaka ku mwaka, tudashaka kubaharira canke ngo tubarekurire kubera ishavu tubumvira.

Turabandanya kwibuka ibibi badukoreye. Ivyo bivyara kwumvira umururazi n’inzigo uwo muntu. Mu gihe tubayeho nk’uko duhindura imitima yacu amabohero yuzuye agahinda, inzigo nyinshi, n’ukutagira imbabazi.
Mu kwigumizamwo inzigo n’ishari turashobora kurema icipfuzo co kwihora uwo wundi muntu kubera ibintu bibi yadukoreye. Ivyiyumviro vyacu birashobora kudushitsa mu rwanko no mu bikorwa bibi hamwe n’ubwononyi bukomeye. Nico gituma dutegerezwa gukura ukutababarirana mu mitima yacu.

Akabonge, ishavu n’inzigo mu mitima yacu birashobora kwirunda uko umwanya urenga, bimaze kuba nyinshi cane bikavyura inzigo nyinshi muri twebwe.
Iyo nzigo ishobora kuvyara ingorane z’ubuzima mu mibiri yacu bwite.Bamwe bashobora kugwara umutwe, ingorane z’umutima ,indwara y’imirindi y’amaraso, ingrane zo gusinzira, uburuhe, kudatekana, canke izindi ngorane z’ubuzima.
Aho kuryama mu mahoro mw’ijoro kugira ngo turonke inguvu zo gukora ku musi ukurikira tukamara igihe mu gutakaza amasaha menshi yo kuryama kubera ko twatwawe n’ivyiyumviro vy’ivyo abandi batugiriye nabi.

Akabonge, inzigo, n’ishavu kandi bizana gucanamwo mu migenderanire hagati y’abantu mu miryango no mu kibano.

### Mbega Yesu atwigisha iki?

Nk’abakristo, birafise akamaro ko dutegera imbabazi nyakuri, nk’uko Yesu yabitwigishije muri Bibiliya.

**Soma n’ijwi rirenga: Luka 23:32-39** Yesu yarakubiswe yongera arababara hanyuma yambikwa urugori rw’amahwa ku mutwe wiwe; umusirikare amuteramwo imisumari ku musaraba. Mu gihe yariko arababara ku musaraba,



=

yarahariye abamubamvye hamwe n'abamusetse.Mu gihe yari ku musaraba yarasavye Se ngo aharire abantu bamugiriye nabi.

**Ikibazo:** Yesu yatwigishije iki mur'iyi mirongo?

**Soma n'ijwi rirenga: Matayo 6:12-15, Matayo 18:21-22 & Mariko 11:25-26**

Imana itanga ubuntu bwayo n'imbambazi ataco irinze gusaba kur'umw'umwe muri twebwe. Imbabazi z'Imana ntituzikorera ariko iziduha mu gihe dushize ukwizera kwacu muri Kristo.
Nitwaba twipfuza kubumbwa n'ivyo dufise kandi tukanezerwa mu bugingo bwacu, dukeneye kugirigwa ubuntu ngo duharire abatugiriye nabi.
Inzira imwe gusa yo kuronka amahoro mu bugingo bwacu no mu kibano iwacu n'ugutegera no gushira mungiro imbabazi.

## Imbabazi zifise ibice bibiri bitandukanye

Imbabazi zifise ibice ibiri bitandukanye kandi vyuzuzanya. Ica mbere, hari uguhabwa imbabazi, ica kabiri, ni ugutanga imbabazi.

### Igice ca 1 c'imbabazi: Igice co kuzihabwa.

**Soma n'ijwi rirenga: Luka 7:48; Luka 24:47;n'Ivyakozwe n'Intumwa 10:43.**
Imbabazi z'Imana ku vyaha vyacu tuzironka ataco dusabwe. Biciye mu buntu bwayo imbabazi z'Imana tuzihabwa ata kiguzi canke ataco dusabwe.

Bibiliya itubwira ko imbere yinyonga z'Imana ivyaha vyacu bijanwa kure nk'uko ubuseruko buri kure y'uburengero (Zaburi 103:12). Mu gihe turonse imbabazi zivuye ku Mana kubera ukwizera ikimazi ca Yesu, Imana ntiyigera yibuka ivyaha vyacu.

Hariho abakristo benshi, bashavuye, bakomeza kwiyumva nk'ibicibwa bakagira isoni n'aho Imana yoba yaramaze kubaharira. Turashaka gutegera ko ubuntu bw'Imana bukwiye kandi bwuzuye; Yesu yararishe ikiguzi cose c'ivyaha vyacu i Kalvariyo. Duhagaze imbere y'inyonga z'Imana twarahariwe.

**Soma n'ijwi rirenga: Ab'I Efeso 1:7 n'Ab'I Kolosayi 2:13.**
Mu gihe Yesu aguhariye, icaha cawe kirahanagugwa. Ivyo bisigura ko Imana itacibuka ibibi wakoze.
Mu gihe Yesu yaguhariye, Imana ntiyibuka ivyaha vyawe mu bwenge bwayo.
Mu gihe Yesu yaguhariye, yagukuyeko igihano c'ivyaha vyawe, kubera ivyo wategerezwa kuronka .
**Soma n'ijwi rirenga: Yohana 8:36**

**Ikibazo:** Mbega waremeye imbabazi Yesu yaguhaye?

Yesu yaje kubohora isi yugarijwe n'ubuja bw'icaha .I Kalivariyo Yesu yararishe ikiguzi c'ivyaha vyacu vyose ataco asigaje. Kubw'ukwizera kwacu muri Kristo n'ikimazi ciwe turaronka imbabazi duhabwa na Data wa twese wo mw'ijuru.

Kwumva ko utahariwe bibandanya biva ku mwansi. Mu gihe Imana yamaze kuduharira ibibi vyose twakoze, tuba rero duhariwe vy'ukuri. Dushobora kuronka amahoro no kuronka ukwemezwa ko Imana yaduhariye vy'ukuri.

Nitwaba twaronse imbabazi zivuye ku wundi muntu kubera ivyo twakoze, ntidutegerezwa kubandanya kubaho mu kwiyagiriza canke kwiyumvira ko turi

abanyakibi. Turakeneye nyabuna kuronka imbabazi zitanzwe n'uwo wundi muntu, kandi tukabishimira Imana.

**Soma n'ijwi rirenga iyi mirongo:** Bwira abantu bayisubiremwo. Batere intege zo kwemera uko bari mu bugingo bwabo bwite.

**1 Yohana 1:9**. *''Ni twatura ivyaha vyacu, ni yo yo kwizigirwa kand'igororoka, ivyo ni vyo bituma iduharira ivyaha vyacu, ikatwoza ukugabitanya kwose''*.

**Abaroma 8:1** ''*'Nuko rero noneh'abari muri Kristo Yesu nta rubanza ruzobatsinda*.''

### Igice ca 2 c'imbabazi: Igice co kuzitanga

**Soma n'ijwi rirenga: Luka 15:11-24** (Inkuru y'umwana w'Icangazi)

Wiyumvire nawe nkuko se yakoze mur'iyi nkuru. Mbega urashobora guharira ibikorwa bibi vy'umwana wawe?
Niwibaze kuvyerekeye umwanya muremure hamwe n'inguvu wakoresheje mu kurondera ubutunzi ufise, hanyuma wibaze kw'uyo mwana w'icangazi yasesaguye ubutunzi bwose mu gihe gito cane.
Benshi muri twebwe bashobora kuba bafise ingorane yo kumenya insiguro y'imbabazi nyakuri.

Mur'iyi nkuru yavuzwe na Yesu tubonamwo uko uwo Data atari Data muntu gusa, ariko n'Imana yonyene. Uwo muvyeyi avugwa aratandukanye n'umuvyeyi wo kw'isi. Iyo nkuru kandi itwereka ko Imana yuzuye imbabazi.
Iharira abantu idaharuye ubunini canke uburemere bw'ivyaha vyabo. Iharira abantu atagisabwe.
Inkuru ya Yesu itwereka ko dutegerezwa kwereka urukundo abandi bantu , ata ngorane zo kuraba ubunini canke uburemere bw'ivyo badukosereje canke baducumuyeko.

### Ni kuki ntegerezwa guharira?

**Soma n'ijwi rirenga: Ab'I Efeso 4:32**
Twarategetswe guharirana. Ahantu hose abantu bama bakoranira hamwe, baracumuranako, bakagira ingorane. Naho hoba mu bugenzi bw'ishengero, biba ukwo nyene. Ariko turashobora kuba mu mahoro no mu mwunvikano mu gihe twokwumvira amabwirizwa y'Imana. Turashobora kandi dutegerezwa guharirana.

**Soma n'ijwi rirenga: Matayo 18:21-35**
Yesu yatubariye iyi nkuru ngo adufashe gutegera ko dutegerezwa guharira abandi nk'uko Yesu yaduhariye.
Ima ryose ry'amaraso ya Yesu ryarasheshwe kugira ngo duharigwe ibibi vyacu. Adutegeka guharira abo bose batugiriye nabi.
Imbabazi Yesu aduha ni nyinshi cane kuruta izo adusaba gutanga. Ivyo ntibisigura ko ibikomere vyacu ata kamaro bifise, bivuga ko Yesu yaduhariye vyinshi kuruta uko dusabwa guharira. Nk'umusuku mur'iyi nkuru. Dusabwa guharira no guhebera abatugiriye nabi .
Mu gihe tudacaguye guharira, tuzoronka urubanza ruvuye ku Mana, Yo ari iyamaho ikaba kandi umucamanza w'abantu bose.

## Imfashanyo mu gutora inyishu y'ibibazo

**Soma n'ijwi rirenga: Matayo 18:15-20**
Iyi mirongo itwereka ko bifise akamaro cane gukora ushaka gutora inyishu z'ibibazo bivuka hagati mu bakristo baba canke bakorera hamwe. Dukeneye kunyarutsa kugarukana ubwumvikane ahari ukutumvikana.
Rimwe rimwe biragoye cane guharira iyo twiyumviriye abaduhemukiye canke tukababazwa nivyo batuvuzeko canke badukoreye.Nk'abakristo turakeneye gukora ibishoboka vyose ngo dukurikize amabwirizwa y'Imana no kubabarirana ibibi vyose twakorewe naho vyoba bingana gute.
Hatabayeho imbabazi kuri barya baducumuyeko ntituzokwigera turonka amahoro mu bugingo bwacu bwite, mw'ishengero, canke mu kibano iwacu. Nk'abana b'Imana, dutegerezwa kurondera kwerekana imbabazi mu bugingo bwacu bwa buri musi.

**Ab'I Kolosayi 3:12-14:** havuga ngo: '*'Nuko rero, nk'uko bibereye abatoranijwe n'Imana bera bakundwa na yo,mwambare umutima w'ikigongwe n'ineza,n'ukwicisha bugufi,n'ugutekereza,n'ukwihangana.Mwihanganirana, muharirana,iy'umuntu agize ico apfa n'uwundi.Nk'uk'Umwami wacu yabahariye ,namwe abe ari ko muharirana.Ikigeretse kur'ivyo vyose mwambare urukundo,ni rwo mugozi uzana gutungana.*''

Nihaba hariho ingorane zirengeye ivyo dushobora twenyene gutorera inyishu, aho rero dukeneye kurondera uwundi mukristo wacu afise ubwitonzi bwinshi aze kudufasha kurondera inyishu. Genda ku barongozi b'ishengero bazogerageza kugufasha gutora inyishu y'iyo ngorane wahuye nayo. Bibiliya kandi itubwira gutorera inyishu ukutumvikana kuba hagati y'abagize ishengero mw'ishengero nyene hako tuzijana muri sentare (1 Ab'I Korinto 6:1-10).

## Ingene twobabarira abandi

- Tangura kwiyumvira ku bantu wacumuyeko mu nzira zimwe zimwe.
- Senga urondera ko Imana yoguha ubushobozi bwo guharira abandi.
- Vuga n'ijwi rirenga ko uhariye abo bantu. Vuga ati :'' ndabahariye (amazina) ku vyo bankoreye.''
- Nivyaba bikenewe, ufate ko woba umeze nk'uwumubohoye ''vuga uti'' ndakubohoye, mw'izina rya Yesu.
- Bwira Imana ngo amahoro yayo abe mu mutima iwawe.

Bibiliya ivuga ko nk' abakristo dutegerezwa kubabarira abatugiriye nabi. Bibiliya ntivuga canke ngo yemeze ko,ivyo ibikorwa bizokworoha gukora kuko turi abantu b'inyama n'amaraso.
**Ab'I Filipi 4:13** havuga ngo *'' Nshobozwa vyose n'umpa inkomezi.''*
Ni kubw'ubushobozi bw'Imana gusa dushobora guharira vy'ukuri.''

## Ikitari Imbabazi ni iki

Imbabazi nyakuri za bibiliya si ukwibagira gusa ivyadushikiye, canke kwiyobagiza ko twababajwe canke twagirirwe nabi n'abandi. S'uguhanagura ivyo twiyumvamwo canke kubihisha kure. Nitwaba dukora ivyo, mu mwanya muto canke ikindi gihe vya vyiyumviro bibi bizozuka kandi bitwuzuremwo bushasha.



=

Imbabazi s'igishika. Imbabazi z'ukuri ni ingingo dufata; n'igikorwa c'ugushaka kwacu. Bivuga ko '' Naho nababajwe cane n'ivyo nakorewe, mpisemwo guharira. Imbere y'Umwami Imana no mw'izina rya Yesu, mpisemwo kureka ishavu ryanje, ibimbuza gukora canke bimbabaza. Mpisemwo guharira abambabaje bose.''

Niwaba usanga ivyiyumviro vyerekeye ibibi wakorewe biguma bigaruka mu bwenge bwawe, vyirukane mw'izina rya Yesu hanyuma uvuge uti: ''ndabahariye, ndababohoye.'' ''Ico nico Yesu yakoreye ku musaraba ku bwawe. Mur'ico kibanza ,uzuza ubwenge bwawe imirongo yo muri Bibiliya, canke uririmbire Yesu. Ivyo bizogufasha kwuzura mu bwenge bwawe ibintu vyiza vy'imana.

**Imbabazi si iz'abantu boroshe.**
Abantu boroshe batwagwa kenshi na kenshi n'umururazi hamwe n'inzigo ivyo bigatuma badashobora guharira abandi. Guharira bisaba igikorwa gikomeye; bisaba intege n'ubuntu bitangwa n'Imana. Wibuke ko imbabazi atari iciyumviro, n'ingingo ifatwa mu kwubaha Umwami Yesu.

Nivyaba ivyiyumviro vy' inzigo n'umururazi bigaruka, utegerezwa gusubiramwo kandi uti "Ndahariye kandi ndabohoye." Igihe cose ubikoze uko ivyo vyiyumviro bizotangura kuba musi y'ubutegetsi bw'Imana. Buke buke ivyo vyiyumviro bizohera.Ivyo bishobora gukogwa n'ubushobozi bwa Yesu bwonyene muri wewe. Ntushobora ubwawe kuvyikorera wenyene.

Mu gihe cose, utanguye kwibaza ivyerekeye ivyavuzwe canke vyagukorewe, hanyuma ugatangura kwongera kubaho ivyo bihe, uzoca wewe wenyene wisanga mu kudaharira.

Ihane wongere uharire! Iyo niyo nzira yo kuba mu mwidegemvyo nyakuri.

# Ibibazo mu mugwi:

**Soma kandi: Matayo 18:23-35**
Soma n'ijwi rirenga ibibazo kimwe kimwe hanyuma uhe umwanya abagize umugwi baciyumvireko imbere yuko usoma ikibazo gikurikira:

1. Yesu yigishije iki mur'iyi nkuru? Imana yaguhariye amadeni angana gute?

2. Mbega mu bugingo bwawe hariho abantu ukeneye guharira?

3. Mbega urashobora kwiyumvira abantu bakubesha mu nzira zimwe zimwe canke umuntu ugufitiye inzigo? Ushaka gukora igikorwa nyabaki?

4. Mbega hariho umuntu wipfuza gusaba imbabazi, umuntu woba warahenze igihe kimwe? Ushaka gukora igikorwa nyabaki?

5. **Soma n'ijwi rirenga:** Ab'I Filipi: 4:13 na Matayo 11:28-30.
Ni he twokura inguvu zo guharira abandi?

**Mwungere/Murongozi:**Reka abantu mu mwanya muto w'amasengesho basabe imbabazi z'Imana ku vyaha batarigera bihana. Tera intege abantu ngo baharire ababagiriye nabi kandi ubatere intege zo kugenda gusaba imbabazi abo bagiriye nabi bose.



=

## Icigwa c'13
## Bwira abandi ivyerekeye Yesu

**Intangamarara**
Kino cigwa kizogufasha gutegera ingene tuba icabona ca Yesu kristo.
Kuba icabona bisigura kubarira abandi ivyerekeye Yesu.

Mw'Isezerano Risha dusoma mu gitabo c'Ivyakozwe n'Intumwa inkuru z'abizera Yesu ba mbere hamwe n'ishengero rya mbere i Yerusalemu. Petero n'izindi ntumwa bari abarongozi b'ishengero.

**Soma n'ijwi rirenga: Ivyakozwe n'Intumwa 13:46-49**
Kimwe mu bintu bifise akamaro kanini abantu b'ishengero bakoze kwari ukubwira Ubutumwa Bwiza bwa Yesu umuntu bahura uriwe wese.

### Ibwirizwa rya Yesu

**Soma n'ijwi rirenga: Matayo 28:18-20; Mariko 16:15-16; Yohana 20:21; Luka 24:44-45**
Ayo n'amajambo ya nyuma ya Yesu yategetse abagendanyi biwe kubarira umuntu uw'ariwe wese ibimwerekeye.
Yesu yaravuze ati: *''Muzoba ivyabona vyanje''* (Ivyakozwe n'Intumwa 1:8).
Icabona n'umuntu atanga inkuru y'ivyo yabonye, yumvise, canke yabayemwo.
Yesu aguhamagarira kuvuga ivyo mwabanyemwo nawe.

Bibliliya ivuga ko Yesu ariwe mwizigigwa n'icabona nyakuri (Ivyahishuriwe Yohana 1:5 na 3:14). Ivyo ni kubera ko Yesu yaje yongera abwira abantu ivyerekeye Se wiwe wo mw'ijuru. Yaravuze ivyerekeye ikintu cose yabonye, yumvise, canke yabanyemwo na Se wiwe mw'ijuru.
Turi ivyabona vy'ivyo Yesu yakoze mu bugingo bwacu, kandi dutegerezwa kubibwira abandi.

**Ikibazo:** Hari uwo woba warabariye inkuru yawe, ukuntu waje kwizera yesu? Kuki wabikoze canke kuki utabikoze? Niwaba utabikoze,utegerezwa gutangura kubikora.

Yesu ntiyavuze ko ari umwungere canke umuvugabutumwa gusa ategerezwa kuvuga ivyerekeye Yesu. Yavuze ko abizera bose bategerezwa kwerekana ukwizera kwabo. Inama y'Imana yo gushikira abantu batakaye isigura ko Imana yipfuza kugukoresha, itaravye amashure ufise , aho uturuka, canke umuryango. Nta ngorane bitera niwaba uri umugabo canke umugore, utunze canke ukenye. Twese abamenye Kristo dutegerezwa kwerekana ukwizera kwacu.

**Soma n'ijwi rirenga: Ivyakozwe n'Intumwa 11:19** Abantu bo mw'ishengero baciye mu nzira zitandukanye bavuye i Yerusalemu.
Aho baca hose bagenda baravuga ivyerekeye Yesu. Baratangaje Yesu ahantu hose no ku muntu wese, kuko urukundo bari bafitiye Yesu rwari rwinshi.

### Ubutumwa Bwiza?

Ubutumwa buvuga vyerekeye Yesu bwitwa inkuru nziza canke ubutumwa bwiza. kumenya ko ivyaha vyawe bishobora guharigwa, ko ushobora kubohoka ukava mu bikuboshe, kandi ko woshobora guhinduka umukunzi w'Imana! Nico gituma bifise akamaro kanini kwa Yesu ko dushingire intahe Ubutumwa Bwiza. Umuntu wese ategerezwa kwumva ivyerekeye Yesu!

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Timoteyo 2:3-5.**
Imana ikunda umuntu uw'ariwe wese aba mu rukundo rwayo no mu mbabazi zayo. Abantu bashobora gusa kwizera Yesu mu gihe tubabwiye ibimwerekeye.

Imana ntiyahaye ico gikorwa abamarayika canke ngo ikoreshe ibitangaza vyayo ngo bifashe abantu kwizera- Yahaye ico gikorwa cane cane abantu bacunguwe bitwa abakristo. Aho harimwo abakiri bato, abasaza, abagabo, abagore, abungere n'abantu bo mw'ishengero.

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Ab'I Korinto15:1-5** Iyi mirongo ivuga ubutumwa bwiza mu majambo make.

Yesu yarababaye yongera apfa kubw'ivyaha vyacu; Yesu yarazitswe hanyuma arazuka mu bapfuye; Yesu ni muzima uno musi. Umukristo ategerezwa kumenya iyi mirongo; ubwo n'Ubutumwa Bwiza kandi nico dutangariza abandi.

**Soma n'ijwi rirenga: Ivyakozwe n'Intumwa 10:35-48.**
Iyi n'inyigisho ya Petero ku bagize umuryango wa Korneliyo bose.
Aha tuhasoma ibice vy'ishimikiro ry'ubutumwa bwiza. Mu gihe Petero yashaka kubarira abantu ivyerekeye Yesu, yamenyekanishije ubutumwa bwiza. Mu gihe dushaka ko abandi bakizwa, dutegerezwa kubabwira ubutumwa bwiza.

## Ibice bibiri vy'icabona cawe.

Ibice bibiri mu gushinga intahe, canke kubarira abantu ivyerekeye Yesu, ni ibi:
1. kwamamaza ubutumwa bwiza

Fata ku mutwe canke usubiremwo iyi mirongo yo mu 1Ab'I Korinto 15:1-4.

Ibi vyakozwe vyerekeye Yesu n'Ubutumwa Bwiza dushobora kubarira abandi.

2. Urafise inkuru yo kubarira abandi ku vyerekeye ingene wahuye na Yesu hamwe n'ivyo yagukoreye. Inkuru yawe ntabwo isa n'iyindi nkuru n'imwe. Urashobora kwiyumvira ko bidafise akamaro ariko inkuru yawe irafise akamaro cane. Hariho uwushobora kwipfuza kwumva ingene wamenye Yesu. Vuga iyo nkuru yawe!

Ng'ibi ibice bibiri vy' igishingantahe nyakuri.

Ntucike intege naho vyoba bisa n'aho ubarira umuntu adashaka kwumviriza. Vuga amajambo y'ubutumwa bwiza, kuko afise ubushobozi kandi azotangura gukora mu bugingo bwiwe.
Vuga inkuru yawe. Imana izokora neza ibisigaye.

**Soma n'ijwi rirenga: Ab'I Kolosayi 1:5-6** (ubutumwa bwiza burakora ngo buzane inyishu mu bugingo bw'abayumviriza).

**Soma kandi n'ijwi rirenga: 1 Petero 1:24-25 & 1 Ab'I Tesalonike1:5.** Ijambo ry'Imana ntirizonanigwa gukora mu bugingo bw'abo turibwira. Ariko vuga kandi utangaze, wongere usengere umuntu washingiye igishingantahe.

## Ikikubuza gushinga intahe n'ikihe?

Ubwoba niyo ngorane nini cane abantu bagira mu gushinga intahe y'ivyerekeye Yesu. Tushobora gutinya ko abandi badukengera, batureka, canke mbere no kugerageza kuduhana kubera ko twavuze ivyerekeye Yesu. Ivyo ntibitubuza ko dutegerezwa kwubaha Yesu. Niwaba utinya, kora ibi bintu bibiri:



=

Ubwa mbere, senga: uhe ubwoba bwawe Yesu kandi umubwire aguhindure yongere agutere intege. Yesu arashobora kuvura ibihimba vyawe bituma ugira ubwoba.

Ubwa kabiri, utegerezwa gusengera umwanya mwiza wo gutangariza uwundi. Saba Yesu aguhe ubwenge bwo kumenya umwanya mwiza wo kuvuga ibimwerekeye. Saba umwami akwereke uwo ubarira n'igihe co kuvuga. Yesu azogufasha.

Waramaze kwiga ko mu gihe ukurikiye ijambo ry'Imana n'amasengesho, uzokura cane kandi uzokomera mu kwizera kwawe. Kandi nkuko ubandanya kwamamaza Yesu, uzokwiga wongere ukure mu kumenya ingene bamamaza Yesu muri kumwe n'abandi. Urafise Mpwemu Yera muri wewe azobigufasha.

Wibuke yuko umuntu wese atarakira Umwana w'Imana ata bugingo afise (1 Yohana 5:11-12 & Yohana 3:18).

Abantu batarakira Yesu bari n'ingorane yo kuzotambwa muri Gehonomu nibaba bihakanye canke bagakengera Yesu. Birafise akamaro kubatangariza Ubutumwa Bwiza. Niyaba umuntu yapfuye atiteguye atarakira Kristo, ategerezwa kuja muri Gehonomu. Yesu ntashaka ko ivyo bishika. Aguhamagarira gutangaza Ubutumwa Bwiza bumwerekeye.

Yesu aragukunda cane rwose kandi yaragupfiriye. Ari mw'ijuru gushika n'ubu, agusengera. Urukundo Yesu afitiye umw'umwe rurenze uko twovyiyumvira. Bibiliya ivuga ko urukundo rwa Yesu rutagira igipimo kandi ari rwinshi birengeye ugutegera kwacu. (Soma n'ijwi rirenga: Abanyefeso 3:16-20).
Saba Imana yuzuze umutima wawe urukundo rw'abantu batakaye, kandi Imana izobikora. Urukundo rw'Imana mu mutima wawe ruzogushoboza kubwira ubutumwa bwiza umuntu wese.

## Ishengero ryawe rizokura

Mu gihe abantu bo mw'Ishengero ryawe bavuga ivyerekeye Yesu aho ubaye, abantu bazokizwa hanyuma ishengero ryawe rizokura.
Igisha abizera bashasha ukoresheje ici cigwa c'***Intambwe za Mbere"*** wongere ubigishe gutangura kuvuga ubutumwa bwiza n'ingoga.

Nturindire gushika aho baza mur'iki cigwa imbere yo gutangura kwamamaza ivyerekeye Yesu. Niwaba wubaha ibwirizwa risanzwe rya Yesu, ishengero ryawe rizokura, rizokomera cane hanyuma imiryango yawe n'ikibano bizohinduka vyiza.

Rimwe rimwe abantu bagoye cane kubarira ivyerekeye Yesu n'abo mu miryango yacu bwite. Nibo batuzi neza. Niwihanganire umuryango wawe. Bazokoresha kwibaza no kwiyumvira ivyo wakoze imbere yuko wakira Yesu. Yesu yavuze ati: *''Abe ari k'umuco wanyu ubonesha imbere y'abantu, ngo babone ibikorwa vyanyu vyiza, bahimbaze So wo mw'ijuru.''*(Matayo 5:16)

Ubugingo bwawe buravuga n'ijwi kuruta amajambo yawe. Reka umuryango wawe ubone ihinduka nziza muri wewe aho niho amajambo yawe azosigura vyinshi kuri bo mu gihe ubabwira ivyerekeye Yesu.
Abizera mw'ishengero rya mbere bari bafise ukwizera gukomeye gushika aho bakubitwa, bapfungwa, bakicwa kuko bari abagendanyi ba Kristo.

**Soma n'ijwi rirenga: Ivyakozwe n'Intumwa 4:1-4 & 9:1.**

**Ikibazo: None umwete nk'uwo bawukura hehe?**

**Ubushobozi bw'Imana muri twebwe.**

Yesu yari azi ko twari dukeneye imfashanyo y'Imana mu kwamamaza ubutumwa bwiza. Nico gituma Imana yaduhaye ingabire iduha ubushobozi bwo gushinga intahe. Iyo ngabire n'ubushobozi bwa Mpwemu Yera.

# Ibibazo:

1. Ninde Imana ishaka ko tubarira ivyerekeye Yesu?

2. Urafise umuntu washingiye intahe hanyuma aratanga ubugingo bwiwe mu gukurikira Yesu? Urashobora kuvuga uko vyagenze?

3. Imbere yuko aduga mw'ijuru,Yesu yatubwiye gukora iki?

4. Urashobora kwongera gutanga insiguro y'Ubutumwa Bwiza?





=

# Icigwa c'14
# Intsinzi n'icemezo muri Yesu

## Intangamarara
Intumbero y'iki cigwa ni kugufasha kuronka ubumenyi ku buhinga n'uburyo Satani akoresha mu gutakaza ukwizera kwawe. Iki cigwa kizogufasha kandi kubaho mu kwemeza ko ushobora kurengera ibitero vyiwe vyose muri Kristo. Muri Bibiliya, Satani yitwa ''umubeshi'', ''umwansi '', ''Belzebule '' inzoka'' inkoma''na Sekibi.

### Inkomoko ya Satani

**Soma n'ijwi rirenga: Yesaya 14:11-15 na Ezekiyeli 28:12-19**.

Ivyo bigabane bibiri vyerekana ingene umwami yatakaje ikibanza ciwe co hejuru kubera ubwibone bwiwe. Ivyo bigabane bivuga ivyerekeye umwami w'I Babuloni n'umwami w'i Tiro, ariko imvugo bakoresheje ijana kure cane ikongera ikerekana kahise na kazoza ka Satani.

### Ibiranga Satani
Satani yaremwe n'Imana co kimwe n'abandi bamarayika bakorera Imana. (Umumarayika n'ikiremwa c'impwemu).
Turashobora gutahura ko Satani igihe kimwe yari umurongozi mu gusenga Imana no mu gutazira. Nk'umumarayika, Satani yipfuje gufata ikibanza c'Imana (''Nzoba nk'Isumba vyose.''Yesaya 14:14 kandi ''ndi imana.'' Ezekiyeli 28:2 ) Umumarayika Satani kandi yatanguje ubugome mw'ijuru. Mur'iyo ntambara Satani n'abamarayika biwe batawe hanze y'ijuru baca bifatira ikibanza kw'isi. Wibuke ko Yesu yavuze ati:''Nabonye Satani, avuye mw'ijuru, akoroka nk'umuravyo'' (Luka 10:18).Yesu yaratsinze satani kuva kera mw'ijuru.

Satani yacaguye kwigomeka ku Mana imwe nyakuri Yera kandi abandanya gukora agwiza ikibi. Ubu akora ubudahengeshanya ngo yonone ubugingo bw'abantu no gutera abantu hamwe n'ibikorwa vy'Umwami Yesu Kristo. Satani, canke sekibi, akorana n'ayandi madayimoni menshi (impwemu mbi), akorana na sekibi.

### Uburyo Satani akoresha
Igikorwa ca Satani co kugwanya Imana gashimikiye ku kwonona abantu Imana yaremye. Nk' umwansi wacu yipfuza kudusambura, kurongora abantu benshi bashoboka mu caha no mu gucirigwa urubanza rudashira muri Gehonomu biciye mu bubeshi n'ubwoba nk'uko yabigize Adamu na Eva.

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Petero 5:8**
Dutegerezwa kwibuka mu bwenge bwacu ko Satani adafise ubushobozi bwose; nk'uko Imana imeze; ntabera rimwe mu bibanza vyose mu mwanya wose, kandi ntamenya ibintu vyose nk'uko Imana ibikora. Arafise imipaka hose mu bushobozi bwiwe, mu bumenyi no mu kubera ahantu rimwe. Dutegerezwa kutigera dutinya ko Satani ari ahantu hose mu mwanya umwe araba yongera amenya ivyiyumviro vyacu n'ibikorwa vyacu. Satani ntashobora kumenya ivyiyumviro vyacu, ariko Imana ishobora kubimenya umwanya wose.

Satani ari ku munyororo w'Imana, ashobora gukora gusa ivyo aherewe uburenganzira n'Imana. Iyo akoze ikintu icarico cose kuri twebwe, Imana ib'izi ko dushobora kumutsinda kubw' imfashanyo yayo.

## Ingene Satani adutera

Umwansi akoresha ubu buryo mu kudutera:

**Ikigeragezo-**Satani atugerageza mu caha, nka kumwe yapima kugerageza Yesu. **Soma n'ijwi rirenga: Matayo 4:1-11**

**Ububeshi n'ibinyoma-**Satani arabesha akanagerageza kuduhenda nk'uko yahenze Adamu na Eva. **Soma n'ijwi rirenga: Itanguriro 3:1-7**.

**Ikirego-**Satani araturega imbere y'Imana.**Soma n'ijwi rirenga: Zakariya 3:1-7**. Sekibi azokurega nawe! Azokwibutsa ibintu bibi vyose wakoze, kugira ngo agukure mu gukora ishaka ry'Imana. Yipfuza ko wokwumva ubucibwe n'isoni bituma wifata nk'uwutagira ikimazi ku Mana naho ivyo ari ububeshi. Inyishu yawe itegerezwa ni kumubarira ko ivyaha vyawe vyahariwe kandi ko Yesu yakwogesheje amaraso yiwe.**Soma n'ijwi rirenga: Ab'I Kolosayi 1:12-14.**

Yesu yaraguhaye ubugingo bushasha.
**Soma n'ijwi rirenga: 2 Ab'I Korinto 5:17**

**Umubabaro-**Satani ararondera kutubabaza akoresheje indwara z'umubiri n'izo mu mutwe. **Soma n'ijwi rirenga: Matayo 12:22 na Matayo 17:18**

**Ubugarariji** - Satani n'impwemu mbi ziwe bagwanya Imana n'abera bayo (soma Ivyahishuriwe Yohana 12:17). Nico gituma dukomeza kurwana mu masengesho:**Soma n'ijwi rirenga: Abanyefeso 6:10-18**.
Mu gihe turwanya sekibi mu bushobozi bwa Yesu, turatsinda!

**Urupfu-**Nibwo bwari ubushobozi bukuru cane bwa Satani; ariko Yesu yabushize kure cane ya Satani igihe yazuka mu bapfuye kubwacu.
**Soma n'ijwi rirenga: Abaheburayo 2:14-15.**

## Imitego ya Satani

Bibiliya itwereka ko hari ubwoko bw'inzira butatu umwansi akoresha ngo atware abantu mu caha. Nitwaba dufise ubumenyi kw'iyo mitego adutega, kandi nk'abana b'Imana, dushobora kwitegura neza mu kuyirinda.

**Umutego wa mbere - Ivyipfuzo vy'amaso:**
Dukeneye kwitondera ibintu tubona kandi tukipfuza mu bugingo. Mu mabwirizwa cumi Imana irakwereka neza ingorane zotegwa n'ukwipfuza ibintu vyo kw'isi.(Kwipfuza cane bisigura icipfuzo kinini cane co kwipfuza ikintu).
**Soma n'ijwi rirenga: 1 Timoteyo 6:9-12 na Yohana 2:14-17.**

Ni vyiza ko twipfuza guteza imbere ubugingo bwacu bwa hano kw'isi n'uburyo bwo kubaho bwacu biciye mu bikorwa bikomeye dukora, ukuziganya no kuronka ibintu mu nzira itomoye. Kubera ivyo dutegerezwa kwitondera guha ikigeragezo ca sekibi ikibanza kuko bizotugerageza ngo dushire ivyo bintu mu kibanza ca mbere bigahinduka ibigenga ubugingo bwacu, ikintu co mu gwego rwa mbere rwacu gitegerezwa kuba ugusenga Imana no kubaho ubugingo bwera mu bugenzi dufitaniye n'Imana.

**Umutego wa kabiri: Ivyipfuzo vy'umubiri:** Dutegerezwa kwitondera ibintu imibiri yacu yipfuza; kuko tutabaye maso turashobora kugwa mu bigeragezo vya sekibi. Dutegerezwa kwirinda ibigeragezo vy' inzoga, ibiyovyabwenge, ivyodukwegera mu busambanyi canke igikorwa cose kidukwegera mu caha no mu buja bw'ico kintu.
Imigenderanire y'igitsina n'iy'abubakanye gusa. Nico Imana yabigeneye kandi yipfuza. Ukwipfuza guciye kubiri n'iyo migenderanire kurahanwa n'Imana.
**Soma n'ijwi rirenga: 1 Ab'I Tesalonike 4:3-8; 1 Petero 2:9-12; Ab'I Galatiya 5:16-24**.

**Umutego wa gatatu-Ukwipfuza ubukuru:** Inyota y'ubutegetsi irafata benshi mu bantu bo kur'iyi si uno musi; abantu bariteguye gukora ubwoko bwose bw'ikibi kugira ngo bashikire ubutegetsi, ubukuru no gushigwa hejuru. Icipfuzo c'ubutegetsi gikunda kujana mu gusesa amaraso no kutumvikana hagati y'ibihugu, mu kibano no mu miryango. Icipfuzo co kuganza gishobora kuzana impari, imitongano n'ukutumvikana mbere no hagati mw'ishengero ry'Imana.
**Soma n'ijwi rirenga: Yakobo 4:1-4**

**Soma n'ijwi rirenga: Yakobo 1:12-17**. Mur'iyi mirongo twiga ko Imana itatugerageza; ariko dusukumigwa mu kigeragezo mu gihe twiyumvira ivyerekeye ikigeragezo no gutangura kuciyumvirako, kugikunda, no mu kuciyumvirako cane rwose .Ivyo vyipfuzo muri twebwe (n'ivyipfuzo bikomeye cane) bituma twishura mu gihe sekibi atugerageje. Nivyaba ivyipfuzo vyacu biri munsi y'uburongozi bwa Yesu, ntituzokora ivy'ico kigeragezo. Turashobora kugwanya ikigeragezo mu bushobozi bwa Yesu.

Yakobo atubarira ko ivyipfuzo vyacu bikomeye bizotujana mu kigeragezo hanyuma ikigeragezo kitujana mu caha. Icaha kizana urupfu, canke gutandukana n'Imana.
Icaha cubaka uruhome runini hagati yacu n'Imana bigatera ukutumvikana n'ingorane mubo tubana.
Ntiwemerere se wikibi kuguhenda no kukubarira ko icaha ataco kizogukorako, canke ko ata muntu n'umwe azomenya ivyerekeye icaha cawe---Imana iramenya igihe cose ivyo uriko urakora. Bibiliya nayo ivuga ko icaha kizoshigwa ahabona (Guharura 32:33 na Luka 12:2.)

## Kurwanya ikigeragezo

Se wikibi azokugerageza abicishije mu vyipfuzo duhejeje kwiga. Ivyipfuzo ubwavyo ntivyama ari bibi canke ar'ivy'icaha (nk'akarorero, icipfuzo co kurongora, kuronka abana, kuronka amafaranga), ariko mu gihe ivyo vyipfuzo bitumye dukora icaha ico gihe dutegerezwa kuvyirinda cane. Ivyo bishobora gukorwa mu gusoma no mu kwumvira ijambo ry'Imana, mu masengesho no mu gusengera mu mpwemu, mu gukoresha ubwitonzi mu bugingo bwacu.

Hari ibintu bitatu ushobora gukora mu gihe ugeragejwe mu caha canke mu gukora ikintu kitanezereza Imana.
**1. Wigire kure y'ikigeragezo.** Wigire kure y'ibintu bikugerageza. Niwaba ugiye mu kibanza runaka aho uzi ko ushobora kugeragezwa, ntujeyo! Niwaba uri kumwe n'abantu bamwe bashobora kukugerageza mu caha, ntumarane umwanya nabo! Niwirokore wewe nyene mu kabi ushobora kwiremera wenyene canke umuryango wawe.

**Soma n'ijwi rirenga: Itanguriro 39:7-12.**Yozefu yarirutse ava mu nzu mu gihe yageragezwa n'umugore ku caha c'ubusambanyi.
**2. Shira ubwenge bwawe munsi y'uburongozi bw'Ijambo ry'Imana**. Ijambo ry'Imana rizoguha inkomezi  muri wewe. Soma Zaburi 119:7 n'9. Fata ku mutwe imirongo yo muri Bibiliya izogufasha mu ntambara yawe yo kurwanya ikigeragezo.

**3. Senga**. Senga mu rurimi rwa Mpwemu Yera amasengesho yawe.
**Soma n'ijwi rirenga: Matayo 26:41**. Yesu yabariye abigishwa biwe ngo basenge kugira ngo ntibagwe mu kigeragezo (canke ntibagwe mu caha).
**Soma n'ijwi rirenga: Luka 11:4** Yesu yigishije abigishwa gusaba ngo Imana ibahe imfashanyo kuvyerekeye ikigeragezo. Senga, wongere usabe abandi bagusengere kandi musengane nabo.Gusengana n'abandi bidufasha kuba abizigigwa ku Mana.

# Ibibazo:

Mwungere/Murongozi: Fata umwanya wo kuvugana kw'ibi bibazo:

1. Umwansi wawe ni nde? (se wikibi niwe mwansi wacu, si abandi bantu,imigwi, canke reta, n'ibindi).

2. N'iyihe mitego Satani yakoresheje mu kibano iwawe? Vyavuyemwo iki?

3. N'iyihe mitego Satani yakoresheje mu bugingo bwawe bwite? Vyagize iki kuri wewe no ku muryango wawe?

4. Soma Imigani 16:18-19.Nk'uko twategereye ko Satani yipfuza kuzana ukutumvikana mw'ishengero-Twokwiga iki mur'iyi mirongo?

### Intsinzi ku mwansi

Mu kuronka intsinzi kuri Satani, dutegerezwa gutahura ko Satani ari n'ubushobozi y'impwemu, zikorera mu bwami bw'impwemu, nkuko bitandukanye n'iyi si tubona kandi tukabako.
Nk'abantu, ntidushobora kubona isi y'impwemu ubwo nyene canke urutonde rw'inama Satani azana kuri twebwe. Isi y'impwemu irafise ubushobozi n'ivyo ikora kuri iyi si tubona kandi tukabako.
Dushobora kuronka intsinzi ku nama mbi za Satani mu bushobozi bukomeye bwa Kristo.
Nk'akarorero k'ubushobozi bw'impwemu kuvyo tubona. Soma **Itanguriro 1:1-2.** Tubona ingene Imana, yo ari impwemu, yaremye ijuru n'isi, ivyaremwe biboneka. (ivyarivyo vyose, Satani ntashobora kurema ikintu na kimwe. Ashobora kugerageza gukoresha ikintu Imana yaremye mu migambi yiwe mibi.)

**Soma n'ijwi rirenga: Abanyefeso 6:12** Hari intambara y'impwemu hagati y'abantu b'Imana n'ubushobozi bwa Satani buzigama ubugingo bw'abantu bahitamwo gukora ikibi.

**Soma n'ijwi rirenga: 2 Ab'I Korinto10:3-5 n'Ivyahishuriwe Yohana12:10-11**. Bibiliya itwigisha ivyerekeye ibigwanisho bitatu abizera bavutse ubwa kabiri n'abakurikira Yesu bashobora gukoresha. Dukoresha ivyo bigwanisho vy'impwemu kugira ngo twigwanirire kandi ngo tugwanye inama za Satani.



=

Kubera ko intambara ibera mu bwami bw'impwemu bisaba ko tugwana dukoresheje ibigwanisho vy'impwemu. Ibigwanisho bitatu:

## 1. Izina rya Yesu

Intsinzi ya Yesu i kalvariyo yari yuzuye kandi ikwiye, mu gutsinda intambara y'icaha, Satani n'urupfu rimwe gusa kandi kuri bose. Mu gihe izina rya Yesu risengwa kandi rikamamazwa, se wikibi arahunga, ingorane ziratoregwa inyishu, abantu barashobora gusubira kwiyunga, imigenderanire yacitse irashobora kugaruka, abagwaye barakira, abafashwe n'amadayimoni barabohogwa, ikibi kiratsindwa imbere y'iciza.
Mu gihe dukoresha izina rya Yesu tuba turiko turakoresha ubushobozi Yesu yaduhaye.
**Soma n'ijwi rirenga: Mariko 16:17-18 n'Ivyakozwe n'Intumwa 4:10-12.**
Iyo ahuye n'Izina rya Yesu, se wikibi n'ubushobozi bw'impwemu z'ikibi ntibagira ubushobozi. Nta mpwemu mbi ishobora gutsinda abana b'Imana mu gihe dukoresheje izina rya Yesu biciye mu masengesho no gutangaza.

**Soma n'ijwi rirenga: Yakobo 4:7 na 1Petero 5:8-9.** Tsinda se wikibi. Mu gihe sekibi avugana nawe, ntugirane ikiganiro na we. Wivugire gusa uti : ''*Ndagutsinze wewe satani, mw'izina rya Yesu ! Mpunga ! nibereye hafi y'Imana." Se wikibi ategerezwa kwubaha ayo mategeko kubera ko uba uriko urayavuga mw'izina rya Yesu no mu bushobozi bwiwe.*

## 2. Ijambo ry'Imana.

Gusoma amajambo ya Bibiliya biduhera imfungugwa impwemu yacu. Gusoma amajambo y'Imana imisi yose biduha ubwenge bw'Imana n'uburongozi bwayo mu bugingo bwacu. Bibiliya n'umuco uduha gutahura inzira z'Imana no gutahura ivy'impwemu. Mu gihe tuzi ukuri kuvyerekeye Imana, tuharonkera kurindwa se wikibi n'uburyo akoresha mu kuduhenda buragabanuka. Mu gihe tuzi ukuri kwa Bibiliya ububeshi bwa Satani nta bushobozi bugira kuri twebwe.

**Soma n'ijwi rirenga: Luka 10:17-22**. Yesu yarahaye intumwa ziwe ubushobozi bwo kwirukana sekibi, kubomora inama ziwe ( kumukandagira no kumuhagarika). Intumwa zifise ubushobozi bwo kwirukana amadayimoni mu bantu. Nawe nyene urafise ubushobozi bwo kwirukana amadayimoni mu bantu no mu bibanza.
Dusoma muri Matayo 4:1-11 ko Yesu yaronse intsinzi kuri satani kubera ko yakoresheje ijambo ry'Imana.
Satani azogerageza kwicisha mu majambo ya Bibiliya mu kugerageza kuduhenda. Ariko nitwaba dusoma ijambo ry'Imana, turyiyumvirako, turivuga n'ijwi rirenga, turifata ku mutwe, turashobora gutsinda se wikibi. Dushobora gukoresha imirongo ya Bibiliya muvyo ducamwo. Mu gihe duhuye n'intambara mu bugingo bwacu hamwe n'ibitero vya sekibi turashobora gukoresha ijambo ry'Imana mu kugwanya ibitero vya sekibi.

Mu gihe uhagaze ugwanya se wikibi ukoresha ijambo ry'Imana, se wikibi ntashobora kuguma mu kibanza ukuri kwa Bibiliya kuriko kuravugigwamwo kandi gukoreshwa.



=

Mu gihe Satani aguteye, vuga uti : *''Ndahagaze ku mutwe wawe, Satani, kandi ndagusambuye mw'izina rya Yesu !." Nta bushobozi umfiseko, ariko ndafise ububasha kuri wewe mw'izina rya Yesu ! Genda ! ndekura canke umuryango wanje, ishengero ryanje, canke uyu muntu, ubu nyene mw'izina rya Yesu !"* Hanyuma utazire Imana kandi ushimire Yesu kubera amaraso yasheshe ku bwawe.
**Soma n'ijwi rirenga: 2 Ab'I Korinto 10:3-5, Abanyefeso 4:13-15, Abaheburayo 5:12-14. Umwungere/Umurongozi** : Vugana mu mugwi ico ibi vyanditswe bibabwira kuvyerekeye gukoresha ijambo ry'Imana mu kugwanya se wikibi.

## 3. Amaraso ya Yesu.

Ivyahishuriwe Yohana 12:11 havuga ngo: *''Na bo bamunesheshesheje [Sekibi] amaraso y'Umwagazi w'intama ijambo ryo gushinga intahe kwabo, ntibakunda amagara yabo, ntibanka no gupfa.''*

Nk'abigishwa bavutse ubwa kabiri, dutegerezwa kumenya insiguro y'ukuzuka kwa Kristo mu bapfuye.
Urupfu rwa Yesu ku musaraba rwasambuye ubushobozi bwose bwa Satani hamwe n'urubanza rwazanywe n'icaha. Mu kuzuka mu bapfuye,
Yesu yerekanye ko yari shebuja nyakuri hejuru ya Satani n'ibikorwa vyiwe.

Nitwaba twaremeye Yesu mu bugingo bwacu nk'Umukiza wacu, turi abakijijwe vy'ukuri n'amaraso ya Yesu. Azoduha intsinzi zo kugwanya inama z'umwansi. Gira ukwizera umenye ko Imana iri kumwe nawe izoduha ubushobozi.

Se wikibi azogerageza kukurondera, avuga ko uri umunyavyaha ; canke azokwibutsa icaha wakoze kera. Mu gihe akora ivyo, uramwibutsa ko wogejwe n'amaraso ya Yesu kuva kera, no kumutegeka ngo akuruke mw'izina rya Yesu.

Se wikibi aratinya izina rya Yesu kandi aragugumwa cane n'ubwoba bwinshi mu gihe werekanye amaraso ya Yesu.
Niwaba wumva uhinduwe n'ikintu mu bwenge bwawe, ca usenga amaraso ya Yesu hejuru y'ubugingo bwawe no hejuru y'ico gitumye uhinduka. Ivyo bisigura ko uvuga uti:*"Yesu, ntwikirije amaraso yawe ubugingo bwanje ."*

Yesu yararishe igiciro c'icaha cawe i Kalvariyo (yarihiye bose atawuvuyemwo).Yesu yaratsinze imigambi y'ibikorwa vya Satani muri kazoza yongera ararihira umwenda ubugingo bwawe abukura mu rubanza. Nta ngorane niwaba wiyagiriza, sekibi akwagiriza canke abandi bantu bakwagiriza.

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Yohana 2:1-2.** Yesu ni umushingwamanza wacu imbere ya Data mu gihe dukoze icaha.
Yesu, umwagazi w'intama w'Imana atagira icaha, yasheshe amaraso yiwe, kandi yapfuye kubw'ivyaha vyawe mu kibanza cawe. Hanyuma yazutse agaruka mu bugingo, atsinda ubushobozi bw'urupfu kandi ubu atuvugira imbere y'Imana ubudasiba ijoro n'umurango ku mbabazi zayo. Mbega umucunguzi mwiza !

**Isengesho rifise ubushobozi**

Isengesho ni kimwe mu bigwanisho Imana yaduhaye. Mu gihe yaca mu rupfu rwiwe ku musaraba, Yesu yaramenye ko yategerezwa gusenga,

Yesu yabariye kandi abigishwa biwe ngo basengane nawe. Wewe nawe urakeneye gusengera ivyo ucamwo vyose mu bugingo bwawe. Urakeneye gusenga nk'umuryango canke nk'ishengero. Amasengesho ategerezwa kuba ikintu ukora imisi yose.


Ushobora gusenga mu rurimi rwawe kavukire canke ushobora gusenga muri mpwemu. Uzokwiga ibintu vyinshi mu gusenga. Barira Imana iguhe insiguro y'ivyo uriko urasengera mu mpwemu. Sengana amashimwe kw'ivyo vyose Imana yakoze. Vuga ivyanditswe mu gihe usenga kandi uzoronka ubushobozi kuri se wikibi. Isengesho rikugira umunyankomezi kandi rikaguha ubwenge mu kumenya ingene ugwanya umwansi mu bugingo bwawe.

**Umwizero**

**Mwungere/Murongozi:** Harashobora kuba hariho abantu mw'ishengero ryawe canke mu mugwi, bafise ingorane kuvyerekeye ukwihana, urukiza, impongano n'icaha. Abo bantu bakeneye kwizer' Imana n'amasezerano yayo. Urashobora gukenera gusubiramwo ivyigwa vyo mu '***'Ntambwe za mbere*** '' muri kumwe nabo ngo ubafashe gutsinda ingorane zabo.

**Guheraheza: Woba ufise ingorane mu kwizera Imana ko woba vy'ukuri warakijijwe?**
**Mbega urafise intambara yo kumenya ko ivyaha vyawe vyahariwe?**
**Mbega urafise ingorane y'icaha wibaza ko kigoye kureka mu bugingo bwawe?**
Bibwire umurongozi wawe ntubimuhishe wongere ureke amenye ko ufise izo ngorane.

**(Mwungere/Murongozi:** Subiramwo cane ivyanditswe mu vyigwa vya 1,2 na 3 bishimikiye ku ngorane abantu bafise .Mu gihe imirongo isomwe, fasha abantu kwemera ko ari ivyabo bavyishimikize mu bugingo bwabo. Babwire gusubiramwo amajambo yo muri Bibiliya aberekeye. Ivyanditswe bifise ubushobozi bwo gutsinda izo ngorane zose.)





=

# Icigwa c'15
# Ubumwe bw'Abakristo

**Intangamarara**

Umuryango ukomeye, ishengero rikomeye n'ikibano gikomeye vyubakwa igihe cose hari ubumwe hagati y'abantu. Ibintu binini bikorwa, amahoro n'amajambere tubisanga gusa hagati y'abantu bipfuza kubana badacanamwo kandi bagafashanya mu kwipfuza amahoro n'ubumwe. Iyo migwi y'abantu hamwe n'imiryango igwanira ubumwe bafise intumbero imwe kandi bakiga kurondera inyishu y'ukutumvikana kwabo mu nzira nziza.

Imibabaro tubona mw'isi y'uno musi ikunda kuboneka mu gihe ubumwe butitaweho canke ngo bukomezwe. Ubumwe burakenewe mu kurondera amahoro n'iterambere mu miryango, mw'ishengero, mbere no mu gihugu cose.

Umusiguzi 4:9-12 havuga ngo *'' babiri baruta umwe, kuko baronka impera kubw'ubutame bwabo. Kuk'umwe ni yatemba mugenzi we azomuvyura: arik'utemvye ari wenyene, adafise ikimuvyura, aba agowe. Kand' ikindi, babiri iyo baryamanye barasusuruka: arik'umuntu umwe gusa yosusuruka ate? Nah'umuntu yoshobora kunesha umwe, babiri bomunanira, kand'igitsibo c'imigozi itatu ntigicika vuba."* Mu gihe twunze ubumwe mu ntumbero no mu bikorwa turi mu Mwami Yesu vyinshi birashobora gukorwa kandi abantu bose bakaronka inyungu y'ugufashanya kwacu.

## N'igiki cica ubumwe?

Yesu yaravuze muri Matayo 12:25 ko *''Ubwami bwose iyo bwitandukanije ubwabo burahona. Igisagara cose n'umuryango wose iyo vyitandukanije ntibirama."*

Dufate ukutumvikana kuba mw'isi muri iki gihe. Intara nyinshi n'ibihugu vyinshi biri mu gihe c'intambara n'ukutumvikana. Ubwami bwitandukanya n'ibihugu vyitandukanya vyama binanigwa igihe cose. Mu miryango irimwo ukwitandukanya hama induru. Nitwaba twipfuza kubona ugukura, amahoro n'iterambere mu gihugu cacu no mu bugingo bwacu bwite, dutegerezwa kwiga ivyo ijambo ry'Imana ritubarira kuvyerekeye ugushaka urukundo, amahoro n'ubumwe.

**Soma n'ijwi rirenga: Yakobo 3:14-18**

Ukutagira ubumwe biboneka mu gihe inama n'ivyipfuzo vy'umuntu umwe biba ngirakamaro kuri bamwe kuruta ivyo umugwi wose ukeneye. Kutagira ubumwe bishobora kuboneka mu gihe umuntu yumva ko ata kamaro afise canke atitaweho. Yesu yavuze ngo **dukunde Imana twongere dukundane.** (Yohana 15-17). Nitwaba duhana agaciro nkuko Imana iduha agaciro, duzoshobora gukundana no gufashanya mu mahoro. Tuzokwipfuriza kandi ivyiza bagenzi bacu, umuryango, ishengero n'ababanyi.

Kugira ngo tubeho mu bumwe, umw'umwe wese akeneye kwibaza no gukora mu kwicisha bugufi, kutibaza ko uyu canke uriya afise agaciro kanini kuruta uwundi muntu. Turabwirizwa kugira ukwicisha bugufi mu bigabane vyinshi vy'Isezerano Risha.

## Yesu asengera ubumwe

Imbere y'uko Yesu ahagarikwa yongere aje kubambwa, yarasengeye abigishwa biwe yongera arasengera kandi abantu bose bazomwizera muri kazoza (harimwo na mwebwe kuko muri ubu abagendanyi ba Yesu). Yesu yashaka ko abigishwa biwe babana mu bumwe. Yesu yaramenye ko ubumwe mu mugwi w'abizera bwari bukenewe ngo bifashe isi kumwizera nk'Umukiza twemerewe.

Muri Yohana 17:21-23 Yesu yarasenze Se wiwe avuga ati: *''kugira ngo bose babe umwe, nk'uko wewe, Data, uri muri jewe, nanje nkaba muri wewe, ngo na bo abe ari ko baba muri twebwe, ngw'isi yizere kw'ari wewe wantumye. Nanje nabahaye ubwiza wampaye, ngo babe umwe, nk'uko natwe tur'umwe. Jewe mbe muri bo, nawe ube muri jewe, ngo bahingurwe babe umwe, kugira ngw'isi imenye kw'ari wewe wantumye, ukababakunda, nk'uko wankunze."*

Imitongano no kwitandukanya mu mubiri wa Kristo (ishengero) biha ishengero izina ribi mu bwenge bw'abatizera. Ico gishobora gutuma abantu gusubira inyuma mu kwizera Yesu nk'Umukiza wabo kuko babona ishengero nk'ikibanza c'ukwitandukanirizamwo no kutumvikana. **Soma n'ijwi rirenga: Yohana 13:34-35**

Nitwaba twebwe nk'abagize umubiri wa Kristo dushaka kugarura abatakaye mu kibano iwacu turakeneye gukora cane ngo tugire ubumwe hagati yacu nk'abizera. Ntidutegerezwa guha Satani icumba na kimwe ngo atuzanemwo ukwitandukanya hagati yacu. **Soma n'ijwi rirenga: Abanyefeso 4:3**

Bibiliya itubwira ko Imana iha agaciro kangana abantu bose kandi yipfuriza abantu bose gukizwa; nico gituma ata n'umwe muri twebwe yotegerezwa kwiyumvira ko we (umugabo canke umugore) ariwe ngirakamaro cane kuruta uwundi muntu wese mur'uwo mubiri. Mu gihe tubayeho kandi tugakora mu bumwe, abantu biyumvamwo ubufatanye bukomeye. Ishengero rigahinduka iryama ivyamwa kandi rikemegwa hagati mu kibano.

Ishari, ukutumvikana kwinshi mw'ishengero bitangurira mu barongoye abandi hanyuma bigakwira mu bagize umuryango wose. Abungere, abatama b'ishengero, abigisha n'abarongozi bategerezwa kwerekana akarorero keza ko kwicisha bugufi no kugira ubumwe, gukorera hamwe kugira ngo bashike ku ntumbero Imana yahaye ishengero rito.
Abagize ishengero bose, cane cane abarongoye abandi, bategerezwa gushira iruhande ivyipfuzo vyabo bwite n'imigambi yabo. Abungere n'abarongozi bategerezwa kuba akarorero k'ubumwe kandi barondera amahoro no kwubaka ubumwe hagati mu mubiri wa Kristo.

## Ibitegetswe abakristo mw'ishengero

**Soma n'ijwi rirenga: Ab'I Galatiya 5:14-26**

Kugira ngo haboneke kandi hagume ubumwe mw'ishengero, Yesu yaduhaye amategeko nyakuri yo gukurikiza. Mu bisanzwe, ntawushobora kurinda amabwiriza y'Imana; ariko mu gihe twakiriye Yesu Kristo, turonka Mpwemu Yera w'Imana muri twebwe, adufasha kwubaha Imana. Turafise ubushobozi bwa Yesu muri twebwe mu guhindura ivyiyumviro n'ibikorwa vyacu. Turashobora kwubaha Imana nitwaba duhisemwo gukora nk'uko.



=

## Ni ayahe mabwirizwa ya Yesu adufasha kuguma mu bumwe?

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Ab'I Korinto 1:10-13**
**Ikibazo:** iyo mirongo ya Bibiliya itubwira iki ku vyerekeye kubaho mu bumwe?

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Yohana 3:14-18.**
**Ikibazo:** Dushobora kwereka gute ubumwe bwacu abandi bakristo?

**Soma n'ijwi rirenga: Abanyefeso 4:1-2.**
**Ikibazo:** Iyo mirongo itubwira iki?
Kwihanganira uwundi muntu bisigura iki?

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Ab'I Filipi 2:2-5**
**Ikibazo:** Utegerezwa gute kugerageza kwubaha ivyo Bibiliya ivuga muri iyi mirongo?

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Petero 3:8-9**
**Ikibazo:** Ushobora kugarura gute ubumwe mw'ishengero ryawe canke mu muryango wawe?

**Soma n'ijwi rirenga: Itanguriro 13:5-17.**
**Ikibazo:** Aburamu yakoze iki mu gutorera inyishu ukutumvikana kwari hagati y'abagabo bamukorera hamwe n'umwishwa wiwe Loti?

1. Aburahamu ntiyafashe mininegwe iyo ngorane. Ntiyabariye abandi ivyerekeye iyo ngorane. Yaragiye kwa Loti hanyuma arabimubarira.
2. Aburamu ntiyakoresheje amajambo ashavuza, ariko amajambo y'amahoro.
3. Aburamu yagerageje kurondera inyishu zategerezwa guha inyungu impande zose zibiri.
4. Aburamu ntiyashimikiye ku butungane bwiwe bwite, canke ko yari we mukuru ngo yerekane ko ari we yategerezwa kwubahwa cane.
5. Aburamu yaricishije bugufi, yongera yizera Imana. Yemerera uwukiri muto cane gucagura, kuko ukwizera kwiwe kwari mu Mana, atari mu gikorwa c'umuntu canke icipfuzo ciwe. Kubera ko Aburahamu yakoze ivyo, Imana yamuhaye umugisha.

**Ikibazo:** Iyi mirongo yumvikana gute mu bugingo bwawe bwite?

Nihaba hariho inyigisho nyinshi mw'Isezerano Risha kuri twebwe zerekeye kubana mu mahoro n'abandi, turategerezwa kuzumva no kuzubaha!

### Ubumwe mu budasa

Twaramaze kwiga icigwa cerekeye ishengero, aririyo mubiri wa Kristo. Reka dusubiremwo: **Soma n'ijwi rirenga: Abanyefeso 1:22-23; 2:19-22.** Ishengero ni umubiri wa Kristo na Yesu wenyene niwe mutwe waryo.

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Ab'I Korinto 12:12-27**
Bibiliya irasigura ishengero ikoresheje akarorero k'umubiri w'umuntu. Umubiri wa Kristo, ugizwe n'ibice vyinshi bitandukanye bikorera hamwe mu bumwe. Umubiri ukeneye ibice vyawo vyose Imana yawuhaye kugira ngo vyuzuzanye kandi bikore neza. Nta bice na bimwe bifise agaciro gatoya kuruta ikindi gice na kimwe.

1 Ab’I Korinto 12:27 Havuga ngo*‘’Namwe mur’umubiri wa Kristo, kand’umuntu wese wo muri mwebwe n’urugingo rwawo”* Ijambo ry’Imana ritubarira ko umuntu wese mw’ishengero afise agaciro kangana n’uwundi, kandi ko akenewe mu mubiri, aririyo shengero.

**Ingabire zo mw’ishengero**

Kristo yarahamagariye abantu bamwe bamwe mu bikorwa bikomeye mu burongozi bw’ishengero.

**Soma n’ijwi rirenga: 1 Ab’I Korinto 12:28-31**

N’abantu bafise ubushobozi bwo gukora akazi runaka n’ibikorwa vy’uburongozi bw’ishengero. Yesu, we mutwe w’ishengero, yarahaye ingabire za Mpwemu umw’umwe mu bagize ishengero kugira ngo umubiri umwe ushobore gutegwa intege kandi wubakwe mu buryo bw’impwemu.

Umwungere/Umurongozi: Soma n’ijwi rirenga kandi ufatire kw’izo ngabire Imana yatanze mw’ishengero: 1 Ab’I Korinto 12:7-12 n’Abaroma 12: 4-8**.**

Nk’abizera turafise umw’umwe igikorwa n’akazi ko gukora mu bugingo bw’ishengero. Imana yaragabiye umw’umwe muri twebwe ingabire idasanzwe. Ingabire zacu ziriho ngo zikoreshwe mu guteza imbere ishengero no kuryubaka mu mubiri ukomeye hagati y’abo tubanye.
Umw’umwe muri twebwe ahamagariwe kuba icitegererezo ca Yesu Kristo kw’iyi si idukikije ,nk’uko turi umw’umwe abagize umubiri wiwe. (Soma 1 Ab’I Korinto 12:27). Kubw’ivyo, birakenewe cane ko tuba mu bumwe hagati yacu, kugira ngo dushobore kwirinda gusambura umubiri wose wa Yesu.

**Ivyo ubumwe butuzanira**

1. Ubumwe buzana ugukura kw’ishengero.

**Soma n’ijwi rirenga:** Abanyefeso 4:14-16; Ivyakozwe n’Intumwa 2:43-47; Matayo 12:25.

2. Ubumwe buzana kuba bamwe hamwe n’urukundo mu mubiri wa Kristo.

**Soma n’ijwi rirenga:** Yohana 17:21-23; Yohana 13:34-35.

3. Ubumwe buzana imigisha: **Soma n’ijwi rirenga:** Zaburi 133:1-3

4. Ubumwe hagati y’abakristo ntibuha ikibanza se wikibi co kwinjira no gukora.

**Soma n’ijwi rirenga:** 2 Ab’I Korinto 2:10-11.

# Ibibazo:

1. Ni gute ukwitandukanya vyagukozeko? Canke umuryango wawe, ishengero ryawe, ikibano cawe?

2. Ugiye gukora iki mu gutorera inyishu izo ngorane?

3. Ufatiye ku ngabire wumva ko Imana yaguhezagije; ubona uzikoresha gute mu mubiri wa Kristo?

Dufatiye kw’ibi bibazo Umwungere / Umurongozi ategerezwa kwinjiza abantu mu mugambi wo gusubiza hamwe, ukurikiwe n’amasengesho.

# Icigwa c’16
# Ingabire za Mpwemu Yera

**Intangamarara**
Twaramaze kwiga ivyerekeye akamaro k’ubumwe turamenyeshwa kandi ivy’ingabire zitangwa n’Imana kw’ishengero. Iki cigwa kizodufasha kwiga cane ivyerekeye ingabire za Mpwemu n’ingene Mpwemu Yera azikoresha mu bugingo bwacu.

Ingabire nziza cane Imana yaduhaye n’Umukiza Yesu.Yohana 3:16 havuga ngo: ‘’*Kuk’urukundo Imana yakunze abari mw’isi ari rwo rwatumye itanga Umwana wayo w’ikinege.”*

**Soma n’ijwi rirenga: 2 Ab’I Korinto 9:15** Yesu niwe ngabire itangaje y’Imana nta yindi ngabire iyisumba.

Imana Data yaraduhaye ingabire ya Mpwemu Yera. Mpwemu Yera si ikintu,canke umuhamagaro. Ntidushobora kumubwira nk’’ikintu’’. Mpwemu Yera n’umuntu, umwe muri batatu bagize Ubutatu bw’Imana. Birakwiye ko twofata neza Mpwemu Yera no kumwubaha nk’uko tubigirira Yesu na Data. Turonka Mpwemu Yera mu gihe twizera Kristo ko yadukijije (1Ab’I Korinto 2:12). Mpwemu Yera aza kuba muri twebwe ibihe bidashira.

### Imana iraduha ingabire

Twararonse ingabire ya Data, Yesu, kandi turaronka Mpwemu Yera nk’ingabire mu gihe twakizwa. Bibiliya itubwira ko hariho izindi ngabire Imana yaduhaye.

**Soma n’ijwi rirenga: Abanyefeso 4:11-12**
Izo ngabire zitanu, zatanzwe n’Imana, n’ingabire z’abantu: intumwa, umuhanuzi, umuvugabutumwa, umwungere n’umwigisha. Abo si abakuru, nk’uko bamwe bamwe bavyiyumvira. Abo n’ingabire bantu, izo ngabire n’abakozi-abahagarikizi, nka Yesu batanga ubugingo bwabo mu guhagarikira no mu gufasha ishengero, umubiri wa Kristo hano kw’isi.

**Soma Abaroma 12:6-8**
Imana yahaye abantu izo ngabire ngo ibahe uburenganzira bwo kuyikorera hamwe n’ishengero. Ingabire yitwa kurongora ifasha gutunganya no kurinda ibikenewe vyinshi hamwe n’ibikorwa vy’ishengero. Umuhanuzi avuga cane cane ivyiyumviro n’inama z’Imana. Umuntu yerekana imbabazi, canke urukundo ,ategwa intege n’uko yoter’imbere mw’ico gikorwa . Ingabire yose yavuzwe ngaha n’ingabire Imana yashize mu bantu ngo bayikorere neza. Zatanzwe ngo zifashe umw’umwe muri twebwe gukorera ishengero, n’abandi bantu mur’iyi si yacu. Ico kigabane kitubarira gukoresha ingabire zacu zitandukanye hamwe n’ubuntu Imana yaduhaye (Abaroma 12:6)



=

## Ingabire za Mpwemu Yera

**Soma n'ijwi rirenga: 1 Ab'I Korinto** ibigabane vya **12:1-14; 12 :27-31; n'Ab'I Korinto 14:1-33.**
Mur'ibi bigabane tuhasoma ivyerekeye ingabire icenda zitangwa na Mpwemu Yera ku bantu mu mubiri wa Kristo.Hano hariho urutonde rw'izo ngabire icenda zitandukanye zanditswe mu b'I Korinto ba mbere:

**Ingabire y'ubumenyi, canke y'uguhishurigwa**
Ijambo ry'ubwenge
Ijambo ry'ubwitonzi
Gutandukanya impwemu

Izo ngabire zitatu zerekana ivyiyumviro no gutahura kw'Imana.

**Ingabire zo kuvuga:**
Ubuhanuzi
Ingabire y'indimi
Ingabire yo gusigura

Izo ngabire zitatu zivuga neza n'ijwi rirenga amajambo y'Imana nivyo yerekera.

**Ingabire y'ubushobozi:**
Ukwizera
Ibitangaza
Ingabire yo gukiza

Izo n'ingabire zitatu zerekana ubushobozi bw'Imana ku muntu canke igikorwa.

Twategereye izi ngabire nk'ukwiyerekana, kwerekwa, canke ibikorwa vya Mpwemu Yera biciye mu bantu bizera Kristo. Izo ngabire zose ni ndengakamere. Bisigura ko zishobora kuva ku Mana gusa. Zerekana neza vy'ukuri ko Imana ari nzima kandi ko iriko irakora mu bushobozi bwayo. Ndengakamere bisigura kwerekana ubushobozi bwo ku gwego rwa kabiri kubw'ubumenyi bw'umuntu, akamenyero canke ubumenyi. Akamenyero, Imvugo, igikorwa gitangwa n'Imana, atari akigoro canke ubushobozi bw'umwana w'umuntu.

### Insiguro y'ingabire

**Ijambo ry'ubumenyi** n'ingabire itanga insiguro ku muntu runaka ku vyerekeye umuntu canke ikiringo kidashobora kumenywa mu nzira zisanzwe. Ni ubumenyi Imana ishaka gutanga ku vyerekeye umuntu canke ku vyerekeye ikirongo. Si ikintu kizwi canke gisanzwe kizwi. Ni ubumenyi buza ubwo nyene buvuye ku Mana.

**Ijambo ry'ubwitonzi** n'ingabire iha uwuvuga ubushobozi bwo kuvuga ubutumwa bw'ubwitonzi. Iyo ngabire itanga uguhishurigwa (ubumenyi) ku cerekezo n'uburongozi bw'Imana ku kiringo runaka. Itubwira ico twokora mur'ico kiringo.

**Gutandukanya impwemu** ni ubushobozi bwo kubona no kumenya impwemu. Uwizera ahabwa ubushobozi bwo kubona canke kumenya igihe impwemu y'umudayimoni yibonekeje. Iyi ngabire iha uwizera ubushobozi bwo



=

kubona canke kumenya ko hoba hari impwemu y'umumarayika (Umumarayika). Iyo ngabire kandi ifasha uwizera gutahura niyaba iyo mpwemu ari idayimoni, Mpwemu Yera,canke impwemu y'umuntu. Mpwemu Yera araha abizera ubumenyi ku vyerekeye impwemu.

**Ubuhanuzi** n'ubushobozi ndengakamere bwo kuvuga amajambo y'Imana n'ivyiyumviro vy'Imana ku umuntu canke ku gihe runaka. Uwizera azanira abantu ubutumwa buvuye ku Mwami.
Rimwe na rimwe ni imburi yerekeye ibizoba muri kazoza. Ubuhanuzi ntibwigera buvuguruza amajambo ya Bibiliya. Ijambo ry'ubuhanuzi rizokwama vyemeranya na Bibiliya. Bibiliya itubwira ko ubuhanuzi ari ubwo kwubaka abantu, kwinginga abantu no kubatera intege.

**Ingabire y'indimi** ni ururimi rw'isengesho uronka mu gihe wujujwe na Mpwemu Yera (wabatirijwe muri Mpwemu Yera.) Uvuga mu rurimi utazi, ururumi utazi utigeze wiga imbere yaho. Iyo niyo nzira yo kuvugana nyakuri n'Imana. Ni Mpwemu Yera avuga abicishije mu kanwa kawe no mw'ijwi ryawe mw'isengesho.

Ubwa kabiri, ingabire y'indimi izokoreshwa cane cane mu gihe abakristo bakoraniye hamwe. Umuntu azoronka ubutumwa buvuye ***ku*** Mana hanyuma azobuvuga mu rundi rurimi abubwira abantu bakoraniye hamwe. Ntiryama igihe cose ari isengesho, ariko n'**ubutumwa buva ku Mana ku bizera bakoraniye hamwe.**

Mu gihe ingabire y'indimi ikoreshwa mw'iteraniro, Bibiliya ivuga ko hategerezwa kuba isigugwa ry'ubwo butumwa n'uwundi muntu yizera. Nico gituma uwizera umwe azana ubutumwa mu ndimi buvuye ku Mana uwizera wa kabiri azohabwa na Mpwemu Yera w'Imana insiguro y'ubwo butumwa. Umusiguzi azovuga mu rurimi abantu bari ngaho bategera.

**Insiguro y'indimi** itangura mu gihe Mpwemu Yera ahaye uwizera insiguro y'ikintu camaze kuvugwa mu mvugo y'indimi. Nta n'umwe ari ngaho azotegera ubutumwa bwatanzwe na Mpwemu Yera mu ndimi, ariko umuntu wese azotegera insiguro izanywe na Mpwemu Yera. Nico gituma bikenewe ko insiguro itangwa igihe cose ubutumwa bwatanzwe mu ndimi.

**Ingabire yo gukiza** n'isigwa ry'amavuta rikomeye rya Mpwemu Yera riha ubushobozi abizera gusengera gukira canke kuvuga ugukira ku wundi muntu. Rimwe na rimwe uwizera arambika ibiganza vyiwe ku muntu arwaye; rimwe na rimwe isengesho riba ryamaze kuvugwa. Imana niyo yonyene izana ugukiza ibicishije mu bushobozi bwa Mpwemu Yera.

**Gukora ibitangaza** n'ingabire ikomeye y'ubushobozi ifasha uwizera gukora ibitangaza mw'izina rya Yesu.

**Ingabire y'ukwizera** iva mu wizera kandi ikamuha ukwizigira gukomeye n'ukwizera mu gusenga no kwizera n'ibintu bidashoboka. Ikunda gutangwa mu gihe hari ukwipfuza gukomeye gutangwa na Mpwemu Yera akora abicishije mu bugingo n'amasengesho y'ukwizera.



=

### Ingabire zose kubw'umukristo wese

Izo ngabire zose zitangwa na MpwemuYera. Ingabire yose ishobora guhabwa uwizera uw'ariwe wese mu mwanya uw'ariwo wose.
Bibiliya ivuga ko izi ngabire zitangwa nk'uko Mpwemu Yera abishaka. Ntushobora kwiha ingabire n'imwe mur'izo ngabire. Ntushobora gukoresha ubushobozi bw'umwana w'umuntu ngo ukore ibikorwa ndengakamere. Ariko ushobora gusenga no kubwira Mpwemu Yera ngo agukoreshe mw'izo ingabire .Mu gihe kimwe uwizera yakoreshejwe n'imwe mur'izi ngabire icenda za Mpwemu, arashobora kwibaza canke kuvuga ati:'' Ndafise ingabire yo…(gusigura).Ivyo si vyo. Ingabire itangwa na Mpwemu Yera nk'uko Mpwemu yabihisemwo (1Ab'I Korinto 12:11). Izo ngabire si izawe, n'iz'ishengero! N'iz'Imana, yo izikoresha mu gihe ivyipfurije.
Ntibikwiriye k'uwizera kuvuga ngo: ''Ndafise ingabire yo gukora ibitangaza.'' Ni vyiza kuvuga uti: ''Imana irankoresha mur'iyi ngabire, Imana ishimwe!'' Niyaba Imana igukoresha mu ngabire, ni wicishe bugufi hanyuma uyihe icubahiro. Ubushobozi hamwe n'ingabire si ivyawe ariko ni ivy'Imana! Niwaba ushishikara kurondera Imana nayo izoshishikara kugukoresha.

### Icipfuzo co gukoreshwa n'Imana

Bibiliya ivuga iti: *''Ariko mwifuze cane ingabire ziruta izindi''* (1Ab'I Korinto 12:31).Si bibi kwipfuza n'umutima wawe wose ko Imana igukoresha mu ngabire za Mpwemu. Imana iraha imigisha uwo mugambi. Umutima wawe n'ubugingo bwawe bitegerezwa kuba bitagira agasembwa kandi vyemewe ku Mana (Abaroma 12:1-2.) Utegerezwa kuba ushira ubwenge bwawe ku bintu vy'Imana, ibintu vya Mpwemu w'Imana.

**Soma n'ijwi rirenga: Ab'I Kolosayi 3:2; Abaroma 8:5-7**
Niwaba wamiza ubwenge n'umutima wawe ku bintu vy'Imana, kandi wumviriza Imana mu gihe usenga, Imana izogukoresha mur'izo ngabire.Irashaka kugukoresha mur'ubwo bushobozi ndengakamere. Hari ibikenewe vyinshi mu kibano cawe no mu muryango wawe, kandi Imana yipfuza kwishura ku bikenewe vyose biciye mu kuyubaha kwawe. Ntutinye gufata ingingo mu kwizera. Izere Imana igukoreshe.

**N'iyihe ngabire mur'izi iruta izindi canke ingabire nziza?**
Ingabire nziza kandi iruta zose niyo ikenewe cane? Niyaba umuntu arwaye, ntushobora gukenera ubutumwa mu ndimi. Ukeneye ingabire yo gukiza. Niwaba uriko urahura n'ingorane ikomeye mu muryango wawe, urakeneye ijambo ry'ubwenge mu kibanza c'ingabire zo gukiza. Utegerezwa gusenga gusa kandi usaba Imana ngo igufashe; aho niho ingabire Mpwemu Yera yipfuza gukoresha izoza mu muntu yipfuza gukoresha.

Mpwemu Yera aba muri wewe. Yahaje mu gihe waha Yesu ubugingo bwawe. Mpwemu Yera ni Mpwemu ya Yesu, mu kudutera intege, mu kuduha ubushobozi bwo kubaho mu nzira nziza, inzira y'Imana. Mpwemu Yera araguha ubwenge kandi arakwigisha. Mpwemu Yera ari kumwe nawe mu gihe cose c'umusi. Mu gihe ukeneye ikintu kivuye ku Mana, urashobora kubwira Yesu hanyuma Mpwemu Yera wiwe azoca atangura gukorera muri wewe biciye muri wewe nyene, mu bushobozi no mu gusigwa amavuta.



=

Niwaba wipfuza gukoreshwa mu bushobozi n'ingabire za Mpwemu Yera, utegerezwa kugira ubugingo bwejejwe. Mu gihe Mpwemu akweretse neza ko utegerezwa guhinduka canke kwihana canke gukora ikintu, utegerezwa kwicisha bugufi no kwubaha. Niwaba wubaha ishaka ry'Imana, Mpwemu Yera azogukoresha mu nzira nziza cane kandi z'ubushobozi bwinshi. Yesu yaravuze ati: *'' Hahirwa abafise imitima itanduye, kukw'ari bo bazobona Imana."* Matayo 5:8. Abari n'imitima itanduye bazobona ubushobozi bw'Imana mu bugingo bwabo.

Intumwa Paulo yaranditse ivyerekeye ingabire za Mpwemu muba 1Ab'I Korinto 14. Yaraduhaye inyigisho zumvikana ku kungene izo ngabire zitegerezwa gukoreshwa mu gihe umugwi w'abakristo wakoraniye hamwe.

1. Umwungere canke Umurongozi w'umugwi canke w'ishengero niwe ashira ibintu vyose bikorwa mu buryo *''Ku buryo bukenewe kandi ku rutonde rwateguwe''.* (1Ab'I Korinto 14:40). Ivyo bivuga ko hadategerezwa kuba induru canke ngo hakogwe ibisa no gutangira ikimazi ibigigwamana. Imana yipfuza gukoresha ingabire zayo ku rutonde rwiza mw'ishengero *''Kuko Imana atari iy'umuvurungano ariko n'iy'amahoro. Nk'uko bimeze mu mashengero yose y'abera* ''1Ab'I Korinto 14:33

2. **Soma n'ijwi rirenga: 1Ab'I Korinto 14:29-33**. Mu gihe abantu bahanura, bategerezwa kuvuga umw'umwe , bagaha akanya abandi ko kwakira no gutanga amajambo. Abarongozi n'abandi bavuga amajambo y'ubuhanuzi bategerezwa guca urubanza, canke kugeza, amajambo kugira ngo barabe neza ko ari amajambo y'Imana. Umwungere/Umurongozi azomenya vyinshi muri Bibiliya kandi azoshobora gutandukanya amajambo yavuzwe n'ivyo Bibiliya yigisha.

3. **Soma n'ijwi rirenga: 1 Ab'I Korinto 14:26-28** Mu gihe ubutumwa butanzwe mu ndimi biciye ku muntu, bose bategerezwa gusengera umusiguzi kugira ngo ubutumwa bushobore gutahugwa n'umuntu wese. Umuntu avuga mu ndimi ategerezwa gusengera umusiguzi w'ivyo yavuze. Iyo hatagira insiguro aho rero abatanze ubutumwa mu ndimi bose bategerezwa guceceka; barashobora gusengera Imana mu ndimi mu gacerere.

4. Igikenewe cane, ikintu cose cakozwe biciye mu ngabire za Mpwemu gitegerezwa gukorwa ngo gifashe ishengero guter'imbere. (1Ab'I Korinto 14:26)

**[Ku bungere n'abarongozi:** Mutegerezwa guter'intege abantu banyu mu kurondera ko bakoreshwa mu ngabire; gushiraho umwanya w'ingabire kwibonekeza hagati mw'iteraniro ry'ishengero. Ico ntikizoba igikorwa categuwe; uzofata gusa umwanya wo kwumviriza ivyo Imana yipfuza kubwira abantu bawe biciye mu ngabire za Mpwemu. Izer'Imana ikoreshe abantu bawe. Ivyo bizobafasha gukura mu kwizera kandi abantu bazoba itunga ry'ishengero ryawe. Mu gihe uwizera akoreshwa na Mpwemu Yera, mu ngabire, ivyo ntibituma aba uwera canke mwiza kuruta uwundi uw'ariwe wese. Abungere



=

n’abarongozi bategerezwa kubater’intege no kwerekana ukwicisha bugufi kwa Mpwemu. Bategerezwa kuba akarorero k’abantu babo.

Urashobora kwipfuza gukosora umuntu agerageza gukoreshwa mu ngabire ariko avuga ivyo akuye mu mutima wiwe bwite.Gira imbabazi mu gihe umuhanura kandi ntumukarire cane. Abantu bawe nabo bazokwigirako. Bazobona ingene wafashije uwo yakoze ikosa. Bazomenya rero ko ari vyiza kwiga no gukura mu vyo gukoreshwa mu ngabire musi y’uburongozi bwawe. Senga hanyuma Imana izogufasha gutegera no kurongora abantu bawe gushika aho bazokoreshwa mu ngabire za Mpwemu w’Imana. Iripfuza guha imigisha ishengero ryawe n’ingabire zayo.

Niwaba ukeneye inyigisho nyinshi no gutahura ivyerekeye ingabire za Mpwemu, senga wongere urondere uwundi mugabo canke umugore yubaha Imana aguhe ivyokurongora. Imana izoguha ivyo ukeneye.**]**

### Inzira nziza

**Soma n’ijwi rirenga: 1Ab’I Korinto 12:31 n’ikigabane c’13.**
**Inzira nziza ni iyihe?** N’inzira y’urukundo,n’iy’ukutigungirako. Ni inzira ya Yesu. Ico Yesu yakoze cose cari icacu, ic’abantu baremwe n’Imana. Yesu yaje kudukorera (Mariko10:45). Iki kigabane kitubwira ico dutegerezwa gukorera mu ngabire za Mpwemu mu kwicisha bugufi n’urukundo atari ku bushake bwacu bwite kugira ngo tubonwe neza kuruta abandi.

Bibiliya itwigisha ko abantu bose bategerezwa kurondera gukoreshwa n’ingabire za Mpwemu; ni vyiza gukoreshwa mu ngabire twerekana urukundo dufitiye abo turi kumwe. Ingabire zitagira urukundo ntaco zimaze; urukundo rutagira ingabire rusigura kubura ubushobozi. Imana ishaka ko twobigira vyose. Icigwa gikurikira kizotwigisha ivyerekeye ivyamwa vy’urukundo n’ingene bikura mu bugingo bwacu.

## Ibibazo:

**Mwungere/Murongozi:** Soma n’ijwi rirenga iyi mirongo n’ibibazo hanyuma usabe umugwi uvugane ku nyishu zavyo.
1. **Soma n’ijwi rirenga: 1 Ab’I Korinto14:1-5** N’iyihe ngabire ya Mpwemu Paulo yavuze ko ariyo yokwipfuzwa cane? Kubera iki?

2. Mu gihe umugwi w’abakristo ukoranye hanyuma uwizera akavuga ubutumwa mu ndimi n’ijwi rirenga, n’igiki gitegerezwa gukurikira? Gukogwa?

3. N’iyihe ngabire ya Mpwemu yanditswe mur’iyi mirongo?

Soma n’ijwi rirenga: Ivyakozwe n’Intumwa 3:1-7 (ingabire zo gukiza indwara).
Soma n’ijwi rirenga: Ivyakozwe n’intumwa 16:16-18 (Gutandukanya impwemu).
Soma n’ijwi rirenga: 1Ab’I Korinto14:27-28(Ingabire y’indimi,ingabire y’ugusigura ).
Soma n’ijwi rirenga: Ivyakozwe n’intumwa 6:8(Ingabire y’ibitangaza).
Soma n’ijwi rirenga: Ivyakozwe n’Intumwa 21:10-11 (Ingabire y’ubuhanuzi).
Soma n’ijwi rirenga: Mariko 16:15-18(Indimi, ingabire yo gukiza indwara, gutandukakanya impwemu).
Soma n’ijwi rirenga: Ivyakozwe n’intumwa 5:14-16 (Ingabire yo gukiza, gutandukanya impwemu).



=

Soma n'ijwi rirenga: Ivyakozwe n'Intumwa 10:19-20 (Ijambo ry'ubumenyi,n'ijambo ry'ubwitonzi).
Soma n'ijwi rirenga: Ivyakozwe n'Intumwa 8:21-23 (Ijambo ry'ubumenyi).
Soma n'ijwi rirenga: Ivyakozwe n'Intumwa 9:36-40 (Ingabire y'ukwizera).

4. Mbega Mpwemu Yera yaragukoresheje mu ngabire imwe canke nyinshi? Erekana uburambe ubifisemwo.Ivyo bizotera intege abandi mu kwizera Mpwemu Yera ngo abakoreshe nabo nyene.

5. Dukeneye iyihe *"***Nzira nziza***"* mu gihe twakoreshejwe n'ingabire za Mpwemu?

**Insozero:**

Ingabire za Mpwemu zihabwa uwizera nk'uko Mpwemu Yera abishatse (1 Ab'I Korinto 12:11).
Ingabire za Mpwemu ntizitangwa ngo zigire uwizera n'umwe kuba mwiza kuruta uwundi.
Ingabire za Mpwemu zitangwa ngo zishishikarize kandi zifashe ishengero.

1Ab'I Korinto 14:18-19 Havuga ngo:*"Nshimira Imana yuko mbarusha mwese kuvuga indimi zitamenyekana: ariko mw'ishengero nopfuma mvugisha ubwenge bwanje amajambo atanu, kugira ngo nigishe n'abandi, hako mvuga amajambo ibihumbi cumi mu rurimi rutamenyekana."*
Intumwa Paulo itubarira ko Imana yipfuza ko turonka inguvu n'ivyizigiro biciye mu kurongogwa na Mpwemu Yera. Ico nico Imana yipfuza mu kugukoresha mu ngabire zayo.
Nk'uko biri mu bugingo bwacu bwose, dutegerezwa igihe cose kwirinda ubwibone. Dushobora kuba abuzuye ubwibone kuko tubona ingene Imana idukoresha. Ariko wibuke*: ''Ubwibone bwitangira imbere y'uguhona, kand'umutima wihaya witangira imbere y'ukugwa.*''(Imigani 16:18) kandi *''Mwese mukenyere ukwicisha bugufi kugira ngo mukorerane : kukw'Imana irwanya abibona, arikw'abicisha bugufi ikabaha ubuntu" (1Petero 5:5).*

Dutegerezwa igihe cose kuguma twicishije bugufi. Ingabire z'Imana zihabwa abipfuza gukoreshwa. Abipfuza gutangazwa canke guhabwa icubahiro bazosanga batacaguriwe gufasha abandi.



## Amajambo yo kumenya: Insiguro y'Amajambo agoye

**Abanyisirayeli:** Abamuka ku witwa Isirayeli (yitwa Yakobo). Abo bantu bahindutse abacaguwe n'Imana. N'abantu ba Yesu.

**Amajambo y'ubuhanuzi, ubuhanuzi:** amajambo avuye ku Mana ahabwa umuntu ngo ayabwire uwundi muntu canke umugwi w'abantu n'ijwi rirenga. Ico n'igikorwa c'Imana, kandi kitava mu vyiyumviro canke ivyipfuzo vyacu bwite.

**Batisumu:** Kwinikwa mu mazi no kuyakugwamwo, vyerekana ko umuntu atangaje ko yapfuye ku caha kandi agiye kubaho ku bwa Yesu.

**Farawo:** Izina ry'umwami wa Egiputa.

**Gehenomu:** Ikibanza c'imiborogo ku bapfuye bose batizeyeYesu.

**Gucirigwa urubanza:** Kubonwa nk'umunyakabi, gufatwa nk'umunyakibi.

**Gufatwa nk'umunyakuri:** Imana iradutangaza *''ntakidukurikirana''* kubera ibibi twakoze.

**Gukizwa (Umukiza):** Kugurura ivyahebwe, gukura umuntu mu ngorane no kumugarura mu migenderanire n'Imana.

**Gukizwa:** Guhanagugwa ivyaha vyawe no kugaruka mu migenderanire myiza n'Imana kuko Yesu yagupfiriye ku musaraba. Wakijijwe ivyaha n'igihano kidashira.

**Gutangaza:** itangaza: kuvugira ahobona imbere y'ishengero ry'abantu, kuvuga cane n'ubushake bwinshi

**Gutakara:** Tuvuga ko abatemeye Yesu nk'Umwami n'Umukiza batakaye kuko bazorungikwa muri Gihenomu ntibamenye Yesu ngo baharigwe ivyaha vyabo.

**Gutangaza, itangazwa:** kubwirana abantu umwete n'intege n'ijwi rirenga.

**Gushira hejuru:** Kuvuga ibitangaza, gutanga umugisha, kushira ikintu hejuru.

**Idayimoni:** Impwemu mbi ikora igwanya ibikorwa vy'Imana, kandi ikora ngo izane imibabaro n'imiborogo mw'isi.

**Ikigigwamana:** Igishusho kija mu kibanza c'impwemu mbi canke imana; ikigwamana gishobora kandi kuba ikintu duha urukundo rwinshi, dutazira, duha umwanya, canke twizera cane. Gusenga ikigigwamana n'icaha kandi bituzanako ishavu ry'Imana.

**Ihamwa:** Amajambo y'ishavu canke y'ubugizi bwa nabi bigirigwa abizera Kristo bose bikorwa n'abatizera.

**Inkuru Nziza/Ubutumwa bwiza:** Muri bibiliya harimwo ubutumwa bwiza buza buza. Ni ibitabo birimwo inkuru za Yesu vyanditswe na Matayo, Mariko, Luka, na Yohana.

**Isezerano Risha:** Inkuru ya Yesu n'inama y'Imana ku bizera Yesu.

**Isezerano rya Kera:** Inkuru y'imigenderanire y'Imana n'abantu bayo imbere yuko Yesu avuka.

**Intumwa:** Umurongozi w'ishengero rya mbere, cane cane umuntu yabaye umwigishwa nyakuri wa Yesu.

**Inyigisho:** Ivyigwa, canke ivyo twizera

**Ivyanditswe:** Bibiliya, canke ivyanditswe vyera vy'Imana. Dukoresha iri jambo rimwe rimwe mu kibanza c *''imirongo yo muri Bibiliya."*

**Kalivariyo, Gologota:** Izina ry'umusozi Yesu yapfiriye ko ku musaraba.

**Kristo:** Umwe Imana yemera kurungika kw'isi ngo adukure mu vyaha vyacu yongere atugarure ku Mana.

**Kubambwa:** Gutegwa imisumari no kumanikwa ku musaraba gushika upfe.

**Korinto:** Igisagara, mu gihe ca Yesu carimwo ibigigwamana vyinshi na banyabyaha benshi.

**Kudaharira:** Kwanka guharira uwundi muntu, bivuye mu kwibikamwo ishavu canke ivyiyumviro bibi.

**Kuduga mw'ijuru:** yagiye mw'ijuru avuye kw'isi, yajanywe mu bicu/ijuru.

**Kuhenda, kubesha:** kuba umunyakinyoma, kubesha, kunyegeza ukuri, canke guhindura igice c'ukuri.

**Kurenga itegeko:** Gukora ibibujijwe, gukora ikibi.

**Kuvuka ubwa kabiri:** Kuvyagwa na Mpwemu Yera mu muryango w'Imana. Kubaho mu migenderanire na Yesu Kristo. **Soma Yohana 3:3** (Yesu yavuze ko dutegerezwa kuvuka ubwa kabiri).

**Kwatura:** Ikintu ngira kamaro kuvugwa n'ijwi rirenga.

**Kwihana:** Kuva mu vyacu, nokugaruka ku Mana.

**Kwitandukanya n'ikintu:** Kwitandukanya ubwawe n'ikintu, impwemu, canke umuntu. Kuvugira imbere y'abantu ko atozokwigera ukorera mu nzira z'ico kintu, iyo mpwemu, canke uwo muntu.=

**Petero:** Umwe mu bagabo ba mbere bizeye Yesu. Umugenzi n'umugendanyi wa Yesu. Petero yahindutse umwungere w'ishengero rishasha Yerusalemu.

**Yerusalemu:** Igisagara gikuru muri Isirayeli, igihugu ca Yesu. Bahindutse abacaguwe n'Imana. N'abantu ba Yesu.

**Ubumana:** Imana, canke icitwa imana.

**Ubutatu bw'Imana:** Inkomoko y'Imana, Imana y'abakristo; Ubutatu, Batatu mur'Umwe.

**Ukwizera:** Gushira ukwizera kwacu kwose muri Yesu.



=

**Umumarayika:** ikiremwa c’impwemu gikorera Imana umisi n’ijoro; hariho abamarayika babi canke baguye bitandukanije n’Imana, bitwa kandi impwemu mbi.

**Umunyamahanga:** umuntu atari umuyahudi, atari mu mugwi w’abantu ba Yesu. Abayahudi benshi biyumvira ko abanyamahanga barutwa n’imbwa. Yesu ntiyabikoze uko, ariko yarakunze yongera apfa kubwa bose, ataravye umuryango, umugwi w’abantu bavamwo, canke ubwoko.

**Umunyasamariya:** umuntu w’igice c’umuyahudi. Abanyasamariya barakwa n’abayahudi. Mu gihe umuyahudi yakora k’umunyasamariya yafatwa nk’uwucafuye kandi yiyanduje gushika amaze kwiyoza vuba bishoboka.

**Umuvugabutumwa:** Umuntu yahamagariwe n’Imana kwigisha ubutumwa bwiza bwerekeye ubugingo bwa Yesu, urupfu, n’izuka ryiwe (izuka mu bapfuye).

**Umwigishwa:** Umuntu yipfuza gukurikira neza umurongozi wiwe, no kwigishwa nawe. Abakristo n’abigishwa ba Yesu.

**Umwungere mwiza:** Izina Yesu wenyene yiyise. Agirira neza abamwegukira bose.



=

# Intambwe za Mbere mu Gukurikira Yesu

Yesu yaravuze ati: ''Ni Mugende muhindure amahanga yose abigishwa'' ariko dushobora gutahura ko benshi mu bavuga ko bakurikira Yesu, bafise ugutegera guke kw'insiguro nyakuri y'ukuba umwigishwa (uwukurikira) Yesu.

Izi nyigisho z' ''***Intambwe ya Mbere***'' ni ishimikiro y'intangamarara ku bukristo ku bemera bashasha. Zizokurikirwa n'igitabo cacu ca kabiri ''***Intambwe Ikurikira***'', gifise intumbero yo gufasha bikwiye uwemera vy'ukuri gukura nk'abigishwa.

Ivyo bitabo bibiri n'uruterane rw'amasôko atandukanye kandi bifise intumbero yo gutanga inyishu z'ibibazo vyinshi abemera vy'ukuri na bashasha bashobora kuba bibaza.

Izo nyigisho zarasubiwemwo zongera zihindugwa mu Kirundi zikaba zifise intumbero yo ukwishura ku bintu vya nkenegwa cane, cane cane ku bemera bashasha muri afrika y'ubuseruko n'iyo hagati.

Izo nyigisho zateguwe kugira ngo zisomwe n'ijwi rirenga kubw'umurwi zisomwe n'umwungere/ umukuru w'umurwi ariko, kandi ivyiyumviro vyinshi bitera impari birimwo kandi n'utundi duce tuzana impari dutuma umurwi wiyumvira kandi tukawutuma gukora cane.
Mu gutegura iki cigwa twaragereranije ko bamwe mu bagize umurwi badafise Bibiliya kandi abandi nabo atari aboba batize na gatoyi.

**YMG International**
**E-mail: YMGBurundi@aol.com**

Chashizwe hamwe gihindugwa na
Mana Rostand (RDC) & Julie Young (USA)